# *The Bible's Missionary Message*

# *Ubutumwa bw'Abajanabutumwa bo muri Bibiliya*

**Igice ca I: Isezerano rya Kera**

*Steef van 't Slot, PhD*

© 2014 Steef van 't Slot, PhD

**Uwafashe amafoto yo ku rupapuro rw'inyuma**

Jewe nyene ***Steef van 't Slot***

*Cahinduwe mu Kirundi kivuye mu*
*Congereza na*
*Pasta Japhet Nkurunziza*
*E-mail: jphtnkurunziza@gmail.com*
*Tel: +25768648215*

# Ibirimwo


**Kwemeza 'Ubutumwa bw'Abajanabutumwa bo muri Bibiliya'** v

**Gushimira** vii

**Ijambo ry'Intango ry'Umwanditsi** viii

**Intangamarara** ix

**Igice ca I Ivyigwa Nyamukuru Cumi na Bibiri vy'Abajanabutumwa mw'Itanguriro** 1

1. *Ni nde atuma? Ijanabutumwa ry'Imana – Inkomoko y'Igikorwa c'Abajanabutumwa* 2
2. *Waratumwe, Ariko Gukora Iki? Igikorwa* 5
3. *Ingorane z'Icaha c'Umuntu* 9
4. *Uwatanguje Icaha – Satani Yaranduje Ikiremwa Muntu* 12
5. *Inyishu y'Imana ku Ngorane z'Icaha* 16
6. *'Inyishu' Umuntu Yirondereye ku Ngorane z'Icaha* 20
7. *Isezerano ry'Imana n'Umwana w'Isezerano* 23
8. *Uburorero bw'Umugambi w'Imana mw'Isi Yose* 26
9. *Iciyumviro c'Amahanga* 30
10. *Ingingo y'I Babeli – Kuva mu Kibano gushika ku Mikorere* 33
11. *Gutakaza Agakiza Bisigura Urubanza* 36
12. *Inkuru z'Abavukana* 40

**Igice ca II Umwihwezo w'Ijanabutumwa** 44

1. *Mose, Uwatumwe Akomeye Cane* 45
2. *Rusi, Umukazana w'Umunyamahanga* 49
3. *Zaburi* 52
4. *Umusiguzi* 56
5. *Yona, Umujanabutumwa Ndenga Mico Arengeye Ibidasanzwe Vyose* 60
6. *Inyigisho z'Ijanabutumwa I Babuloni* 64

**Igice ca III Uguhangana kw'Ubushobozi nk'Uburyo bw'Ijanabutumwa -1-** 68

1. *Mose & Farawo* 69
2. *Amaleki & Balamu* 73
3. *Samweli & Abami* 77
4. *Daniyeli & Abagenzi* 80
5. *Esiteri & Moridekayi* 84

**Igice ca IV Ijanabutumwa & Igihe c'Iherezo -1-** 87

1. *Kuvayo* 88
2. *Yesaya* 91
3. *Habakuki* 94
4. *Ezekiyeli* 97
5. *Daniyeli* 100

**Ibindi Bitabu vya Steef van 't Slot** 104

**Ibitabu Vyakoreshejwe** 105

**Guhamagarira Ijanabutumwa** 106

# Kwemeza
# 'Ubutumwa bw'Abajanabutumwa bo muri Bibiliya'

Haheze imyaka cumi umugenzi wanje w'Umubiligi avuze ati, 'Ubwirizwa guhura n'umugenzi wanje wo mubu Holande. 'Yaranditse kandi yigisha bimwe mu bintu vyiza nabonye ku mushinge wa Bibiliya mw'ijanabutumwa'. Haheze igihe gito, naciye menyana na Muganga Steef kandi twaciye tugira ubucuti bufatiye ku ntumbero twari dusangiye yo kwigisha abajanabutumwa kw'isi yose. Kuva ico gihe naciye ngira amahirwe yo kwigisha ndi kumwe na Steef muri Afrika.

Igikorwa yakoze muri ibi bitabu bishasha bisubiwemwo ni ntagereranywa. Turemeza ko ari ngombwa ko abantu bakora ibikorwa ndenga mico baba batahura neza uko Imana ibona ijanabutumwa nk'uko biboneka mu Vyanditswe Vyera. Ibi ni vyo biri muri ibi bitabu. Steef yari yararondeye ivyanditswe agace ku kandi n'umurongo ku wundi. Ni ibikoresho bitunze cane ku munyeshure agitanguye hamwe n'inzobere mu vyo amashure yigisha kandi yandika ku rwego rwo hejuru.

Ndashima cane kubwo iki gikorwa ciza cane. Ndizera ko bizoba ibikoresho bizokoreshwa cane kandi ngirakamaro mu myaka iri imbere. Nimba rero uri mushasha mu vyigwa vy'ijanabutumwa, ukaba wifuza gutahura umutima w'Imana kw'isi canke umenyereye rwose kandi urondera ibintu bishasha mu gusesangura neza no kuvura ivyanditswe vyose, ibi ni itegeko kuri wewe.
Ntegekanya ko uzokwisanga wahagaze buri kanya buri kanya kubwo gusenga gusa, ushimira Imana kubwo urukundo rwayo ruhebuje ikunda amoko yose.

Uru rukundo rwatumye Data agira ukwitanga kurenze – kwemerera Umwana wiwe bwite gupfa – mu gutanga inzira kugira ngo umuntu wese muri twebwe ashobore kubabarirwa no kwakirwa mu muryango wiwe. Reka izi mpapuro zigutere intege zo kuba uwamamaza iyi 'nkuru nziza' kuri abo batarayumva, aho bashobora kuba bari hose kuri uyu mubumbe.

Paul Strand, Umwigisha Mukuru akaba n'Umujenama mu Nyigisho.
Ibikorwa Mpuzamakungu vya Betaniya.
Bloomington, Minnesota muri Amerika.

# Kwemeza
# 'Ubutumwa bw'Abajanabutumwa bo muri Bibiliya'

Ubutumwa bw'Abajanabutumwa bo muri Bibiliya, Igice ca I – Isezerano rya Kera, ni isubirwamwo ry'igitabu ca mbere ca Steef van 't Slot citwa *The Biblical Foundation for World Missions (Urufatiro rwa Bibiliya mw'Ijanabutumwa kw'Isi)*. Ijambo 'isubirwamwo' ryerekana vyinshi ku vyerekeye umwanditsi. Nubwo biri uko, canke bitewe n'uburambe bwiwe mw'ijanabutumwa bumaze imyaka mirongo, abandanya kurondera inzira nziza zo gushimangira agaciro k'ijanabutumwa ryo muri Bibiliya yose. Ivyo yabikoze kuva mu ntango ko urufatiro rw'ijanabutumwa ruri muri Bibiliya. Ariko, ukurikije iyi ngingo, icifuzo kiboneka c'umwanditsi ni ukwagura ubutunzi bw'ubutumwa bwa Bibiliya kw'ijanabutumwa. Ivyo abikora arondera ibindi bimenyetso vyerekana ijanabutumwa muri Bibiliya no kurondera uburyo bwo kwigisha cane ku vyerekeye ibi bimenyetso. Naho umwanditsi afise urupapuro rw'umutsindo rw'Ubuganga (PhD) ubwiwe, aragerageza kuvuga ku rwego rw'umugwi yifuza: Abakristo bashaka kuba abajanabutumwa, ariko kenshi bakabura inyigisho nyazo. Uburambe bwiwe mu gukorana n'uyu mugwi yifuza bimutera intege zo kubandanya arondera ibiwerekeye.

Ibivuzwe aho haruguru bituma iki gitabu, kandi ndazi neza ko ibice vy'Isezerano Risha bikiri imbere, kiba igitabu c'agaciro co kwiga Bibiliya nk 'igitabu njanabutumwa', haba mu mvugo canke mu bikorwa. Kandi si ku mugwi wavuzwe gusa, ariko kandi n'abo bose bahawe amahirwe yo kwiga neza kandi bakaba bashaka kwiga ibijanye no kuganira n'Abakristo mu muco wo mu mvugo.

Ndabahamagarira iki gitabu ndabikuye ku mutima nk'igitabu co kwiga ibijanye n'ijanabutumwa kandi nk'indemeshanyo kuri abo bamenye ko bahamagawe n'Imana mu bikorwa vy'ijanabutumwa.

Kees van der Wilden
Umurongozi Mwunganizi
WEA Mission Commission

# Gushimira

Nshaka gushimira vy'imvamutima Elizabeth umufasha wa Strand kuba yarihanganiye gusubiramwo gusoma iki gitabu akongera agakosora amakosha amwe amwe y'ururimi, nubwo yari afise nyabwonko ataco yamufasha. Iyo ataba wewe, icongereza canje cohavuye cumvikana cane nk'ikinyamahanga ku bakivuga ari kavukire!

Ndashimira kandi cane umugenzi wanje Anton Kemp, imyaka myinshi ari umurongozi w'umugwi wacu wadushigikira wo mubu Holande (ari wo wahavuye ukura uba urufatiro 'Guhamagarira Ijanabutumwa') mu myaka tumaze muri Afrika. Yagumye asoma ibiri muri ibi bitabu vyose uko ari bitatu mubu Holande, kandi yaratanze ivyiyumviro vyinshi vy'ingirakamaro ku vyerekeye ugutahura igisomwa hamwe n'inyandiko zo musi. Cari kandi iciyumviro ciwe gusohora ibitabu bitatu mu gishingo ca bibiri.

Ndashimiye kandi umugenzi wanje Kees van der Wilden, we, hambavu yo kwandika igice mu vyo kwemeza, yaranatanze impanuro ngirakamaro z'uburyo bwo gutegura neza izi nyandiko z'iminwe kuba igitabu.

# Ijambo ry'Intango ry'Umwanditsi

Vyinshi mu biri muri iki gitabu vyasohowe ubwa mbere (n'Ishure Yisumbuye y'Ivyigwa Ndoramana y'I Heburoni, Rynfield, Afrika y'Epfo, 2005) nk'igitabu kimwe, citwa *The Biblical Foundation for World Missions (Urufatiro rwa Bibiliya mw'Ijanabutumwa kw'Isi).* Iki gitabu cari kinini cane, kizimvye cane gusohora kandi kinaremeye gutwara gifise impapuro 281 mu mpapuro za A-4.

Kubw'ivyo naragisubiyemwo mu duce 78 tugufi, gica gisohoka hagati ya Ndamukiza 2008 na Nyakanga 2014. Ubu naho nsohoye ibi mu bitabu 3 bitobito, nizeye ko ibi bizozana umusaruro, bikoreshwe kandi vyorohe gutwarika.

Iki gitabu ca mbere kirimwo uduce 28 twerekeye Isezerano rya Kera; ica kabiri n'ica gatatu kimwe kimwe kizoba kirimwo uduce 25 twerekeye Isezerano Risha. Vyagenewe kuba inyigisho mu mashure ya Bibiliya, muma semineri y'ivyigwa ndoramana hamwe n'ibigo vyigisha abajanabutumwa: kimwe kimwe muri vyo kimara nk'isaha mu kwigisha. Wisunze uburyo amasaha menshi yo kwigisha ari mu ndwi imwe y'ishure, buri gitabu gishobora kwigishwa nk'indwi, ariko ni urutonde rukomeye cane.

Ibuka umugwi wifuzwa n'igitabu: Abakristo bari mu bihugu bikiri mu nzira y'iterambere bashaka kuba abajanabutumwa. Urugezo rwabo n'ubwoko bwabo bwo kwiga bisaba inyigisho zo kuvuga, kubw'ivyo izi nyandiko ni igikoresho gihagaze neza, si co gihagaze ari ciza conyene. Zirashobora kandi gukoreshwa mu vyigwa vya Bibiliya canke mw'Ijambo ry'Imana ryo ku w'Imana no mu ndwi z'umwiherero canke muma nama y'ijanabutumwa.

Reka ibi vyigwa vyongereze ugutahura kwawe ubutumwa bwa Bibiliya bwerekeye ijanabutumwa kw'isi. Reka kandi bitume urugendo rwawe rw'ubumenyi bwa mbere mu kugira uruhara rudasanzwe, ruba umugisha no kuroranirwa!

*Steef van 't Slot, Ede, Ubuholande, Ndamukiza 2014*

# Intangamarara

Uburyo bwiza bwo kwiga ubutumwa bwa Bibiliya bwerekeye ijanabutumwa kw'isi si ugusoma igitabu kibivugako (nk'iki) ariko ni ugusoma igitabu, kibivuga neza cane: gusoma Bibiliya n'*amaso y'umujanabutumwa*. Uku ni ko icagitanguriye canditswe kandi ni umushinge w'ibitabu bibiri bikurikira kw'Isezerano Risha.

Ivyigwa nyamukuru bimwe bimwe biri muri ibi bitabu bitatu. Ica *mbere* ni ubumwe buri hagati y'Isezerano rya Kera na Risha: vyompi ni Ijambo ry'Imana kandi bivuga Imana imwe. Vyompi biranganya akamaro: wokwita Isezerano rya Kera igitabu c'amashusho n'Isezerano Risha igitabu c'inyandiko, wanashaka. Bivuga inkuru imwe kandi biruzuzanya. Ntidukwiye kwibagira ko Yesu n'Intumwa bakoresheje Isezerano rya Kera nk'igitabu cabo c'inyandiko mu kwigisha; natwe rero ntidushobora kubitakaza.

Icigwa nyamukuru ca *kabiri* ni, ko Imana ari Imana y'isi yose, izina ryayo rikwiye kuvugwa kugeza ku mpera y'isi. Imigwi y'abantu bose mw'isi bakwiye kumenya ko ari yo Mana yonyene. Nta mugwi n'umwe w'abantu Itanezerererwa.

*Ikindi* ni, ko Imana, itigeze kandi itazokwigera yihanganira icaha mu bihe vy'Isezerano rya Kera, ntiyocihanganira kandi no mu bihe vy'Isezerano Risha. Ntiyahindutse. Yama Itanga inzira imwe gusa y'agakiza ku bucamanza kandi Iracabikora: muri iki gihe ni ukwizera Umwana wayo Yesu Kristo. Kubw'ivyo, Ubukristo burigenga: nta rindi dini aho imana imanuka ku bantu kugira ngo ibakize. Yesu Kristo wenyene ni we yabikoze.

Ica *nyuma* ni, nimba hariho inzira imwe gusa y'agakiza, hariho n'ingaruka iyo udahisemwo iyo nzira. Umuntu yaremwe nk'uwidegemvya; umubano w'umuntu n'Imana ushoboka gusa, mu gihe umuntu ahisemwo uwo mubano ku bushake. Yesu yavuze vyinshi ku vyerekeye gehinomu nk'ikintu giteye ubwoba. Ni we wenyene yari azi ivyo yariko aravuga, kandi tudakunda kwumva ivyerekeye gehinomu muri iki gihe.

Ni co gihe co kwongera gufata nkama Imana, Yesu hamwe n'ibiri muri Bibiliya. Twabaye abidegemvya cane kandi twagumye twibaza ko inzira zose zishika I Roma, nk'uko Imvugo ibivuga.

Reka tugaruke ku butumwa bwuzuye bwa Bibiliya hanyuma twumve twongere twumvire amajambo ya Yesu. Agira agaruke kandi igihe c'ubuntu kizoba giheze. Reka dukoreshe umwanya wacu, imbere yuko bwira.

Uburyo bumwe bwo gukoresha iki gitabu ni ukuguma ku rutonde rwatanzwe rw'ibice. Gutangurira ku vyigwa nyamukuru cumi na bibiri vy'abajanabutumwa mw'itanguriro ni vyiza, kuko hariho ibibazo vyinshi vy'urufatiro vyatorewe inyishu muri kirya gitabu ca mbere ca Bibiliya. Ubundi bwo, ibice vy'igice nyamukuru birashobora kwigishwa canke gusomwa mu rutonde rw'ibitabu vya Bibiliya.

Uko biri kwose, ku munyeshure asomye ibi bikoresho, ni ngirakamaro cane kubikora afise Bibiliya yuguruye: araba ivyanditswe vyose vyo kumufasha vyatanzwe musi y'igisomwa. Ivyo bizokwongereza cane ubumenyi bwawe bwa Bibiliya. Kuganira ku bibazo vyo kwiga ku mpera ya buri gice bizofasha gukomeza ugutahura kwawe no kugumana vyoroshe ibibazo bikuru bikuru.

# Igice ca I

## Ivyigwa Nyamukuru Cumi na Bibiri vy'Abajanabutumwa mw'Itanguriro

*Intangamarara*

Mu gitabu c'Itanguriro dusangayo ivyigwa nyamukuru cumi na bibiri vy'abajanabutumwa. Turabona ata nkeka ko ijanabutumwa kw'isi ryari 'iciyumviro' c'Imana catanguye muri Matayo 28 canke Ivyakozwe n'intumwa 2. Ahubwo: Itanguriro, igitabu c'intango zose, ni naco gitabu ijanabutumwa kw'isi ryatanguriyemwo.

Co kimwe n'ibindi vyigwa nyamukuru vya Bibiliya, uko ijanabutumwa kw'isi rikura mu bijanye n'ingingo yo gusigura Ijambo ry'Imana ryo kugaragaza iterambere: ivyigwa nyamukuru vya Bibiliya bigaragaza uko ibihe bigenda bikurakuranwa.

Ibi vyigwa nyamukuru bifitaniye isano riboneka n'ijanabutumwa kw'isi. Ni ivyigwa nyamukuru bikuru mu vyanditswe. Bibiliya yose ni igitabu c'ijanabutumwa kw'isi. Imana ni Imana y'amahanga, urunganwe n'abantu bose'. Ibi biboneka muri buri gitabu ca Bibiliya.

## *Icigwa ca 1: Ni nde atuma? Ijanabutumwa ry'Imana – Inkomoko y'Igikorwa c'Abajanabutumwa*

Igikorwa c'ijanabutumwa kw'isi kiragoye gutahura ku giti c'umuntu adatahura uwo Imana iri: Ibiyiranga, imico, imigambi n'ibisabwa mu bijanye n'ubumuntu, hamwe n'uburyo yigaragaza mw'Ijambo ryayo mu ndimi, amashusho n'uburorero.

Imana yimenyekanisha mu kubaho kwayo kw'Ubutatu: Umurongo wa 1 uvuga ivyerekeye 'Imana'; umurongo wa 2 ivyerekeye 'Mpwemu w'Imana' no ku murongo wa 3 'Umuco' uraseruka: Kristo imbere yo kwigira umuntu.[1] Rero avuga ngo 'twe' na 'vyacu', vyerekana Abantu batatu canke barenga, basangiye Ukubaho kumwe kw'Ubumana, kandi bafitaniye isano mu mico.[2] Mu buryo nk'ubwo, ikiremwa muntu caremwe nk'uko nyene,[3] kigaragaza Ubutatu mu mubiri, umushaha n'impwemu – vyunze ubumwe mu buzima bumwe bw'umuntu. Imana Data yimenyekanishije mu Bantu batatu, kandi ari Ikiremwa Kimwe.[4]

Umuntu yaremwe kugira ngo abeho mu masi abiri. Nka *Adamu,* yaremwe 'mu mukungugu wo hasi' *('Adamah' mu Giheburayo).* Hanyuma, Imana 'imuhumekera mu mazuru impwemu *('ruah' mu Giheburayo, bisigura 'impwemu')* y'ubuzima'.[5] Umuntu yagenewe kuba kw'isi no mw'ijuru: yarateguwe neza kugira imigenderanire yo mu buryo bw'impwemu n'Imana hamwe no kunezerererwa ubusabane n'abandi bantu. Ubuzima bw'umuntu ntibuba bukwiye nimba bwobaho ku rugero rwa kamere gusa; umuntu yaremewe kugiriranira umubano wa hafi n'Imana.[6]

Ariko umuntu, yaremewe kugira ubusabane n'Imana, yaracumuye aca arabutakaza. Imana yatanze inzira y'agakiza kugira ngo bwa busabane busubireho. Uku kumenyeshwa agakiza ni co ijanabutumwa kw'isi ryerekeye: *Ijanabutumwa ry'Imana (Missio Dei),* igikorwa c'Imana co gukiza ikiremwa muntu cazimiye. Aho abantu kw'isi yose bashishikariye gukora *Ijanabutumwa*

---

1 Ita. 1:1-3; Yoh. 1:1-5; 8:12; 11:25; 14:6; Kol. 1:16
2 Ita. 1:26
3 2:20b-23
4 Gus. 6:4
5 Ita. 2:7
6 Imana ifuhira cane impwemu yasize muri twebwe, Yakobo 4:5

*ry'Imana (Missio Dei)*, tubona *Ijanabutumwa ry'Ishengero (Missiones Ecclesia)*: ibikorwa bikorwa n'Ishengero, biragaragara.

Abantu baboneka muri Bibiliya, *batumwe* n'Imana gukora ibikorwa kanaka. Turabona kandi abantu, iyo bitumye, bahinduka *abatuma* – mu migambi y'Imana.

Aba *mbere* batumwe ni Adamu na Eva: 'batumwe' hanze ya Paradizo kwitwararika isi, kubwo umuvumo. Kugeza mu bihe vy'iherezo, buri butumwa buzoba bujanye n'icaha hamwe n'agakiza katanzwe.[7]

Uwa *kabiri* yatumwe yari Nowa: ntiyabwiwe *kugenda* ahantu kanaka; yari uwo 'gukora ivyo muhira'. Yabwirizwa kumenyesha igihano urunganwe rwiwe no kwubaka Ubwato, ari bwo mahirwe gusa y'agakiza.

Uwa *gatatu* ata nkeka yari yabwiwe *kugenda*: Aburamu yabwirizwa kuva mu gihugu ciwe, mu bantu no mu nzu ya se kugira ngo aje mu gihugu Imana izomwereka. Yagiye ajanye n'amasezerano ane arimwo isi yose: 'Nzokugira ihanga rikomeye; Nzoguhezagira; Izina ryawe nzorigira rurangiranwa; uzoba umugisha kandi abantu bose bo kw'isi bazoronka umugisha biciye muri wewe'.[8] Yabwirizwa kwitanga kugira ngo aronke iryo sezerano: gusiga ivyo yari amenyereye agatekera kubwo urugendo atashobora kubona neza mu ntango. Kumwe n'igikorwa ca Aburamu Ijanabutumwa ry'Imana ryaciye riboneka: *Umuntu* wa mbere yacunguwe n'Imana yari akwiye gukurira mu *gihugu* cacunguwe.

Umuntu *wa nyuma* mw'Itanguriro, yatumwe n'Imana, ni Yosefu – naho ubwa mbere vyaboneka nk'uko umenga yari atumwe ku gikorwa na Yakobo.[9] Iyi ni yo nkuru ya mbere, aho *se* yatumye *umwana* wiwe.

Umuntu *wa mbere yatumwe* akongera akaba *uwutuma* ni Aburahamu, igihe yatuma umusuku wiwe Eliyezeri kuronderera umugeni umuhungu wiwe Isaka.

---

7 Ita. 3:15,17-19

8 12:1-3

9 37:13; 45:5; 50:20; Zab. 105:16-22

Hanyuma turasoma uburyo Isaka, *uwundi* yatumye, yatumye umuhungu wiwe Yakobo kurondera umugore.[10]

Uwatumye *wa gatatu* ni Yakobo, yatumye umuhungu wiwe yakunda cane Yosefu kurondera abandi bahungu biwe, bari baragiye umukuku wiwe mu gace gateye ubwoba ka Shekemu.[11]

Uwatumye *wa kane* kandi wa nyuma ni Yosefu. Amaze kubonana na bene se muri Egiputa, yaciye abasubiza inyuma kuzana murumuna we Benyamini.

Ivyigwa nyamukuru vyinshi vyo mw'Itanguriro bihurira mu bice vya 37-50. Inkuru za Yakobo, Yosefu na bene se, ukuganza kwa Yosefu n'igikorwa c'agakiza bishobora kwitwa Bibiliya ntoyi. Birimwo ibintu vy'akamaro bigize Imana, Iganje muri kahise, Ishira indinganizo y'imico y'abantu ku murongo mu gihe co gushitsa imigambi yayo yo kubakiza. Berekana ishusho y'umugambi w'agakiza k'Imana nk'uko vyakozwe mw'Isezerano Risha biciye muri Yesu Kristo.

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Ni mu buhe buryo Ubutatu bwimenyekanisha?*
2. *Ni gute umuntu yaremwe mw'ishusho yayo?*
3. *Ni izihe nzego zibiri zitandukanye z'ubusabane bw'abantu?*
4. *Sigura Ijanabutumwa ry'Imana (Missio Dei) n'Ijanabutumwa ry'Ishengero (Missiones Ecclesiae).*
5. *Ni bande 'batumwe' mw'Itanguriro?*
6. *Kandi ni bande muri abo babaye 'abatuma mu nyuma'?*

---

[10] Ibice vya 24 na 28 neza na neza

[11] 37:13; Ita. 34

## *Icigwa ca 2: Waratumwe, Ariko Gukora Iki? Igikorwa*

Ituma rya mbere twasomye mw'Itanguriro ni *igikorwa co kurema* aho umuntu yahawe igikorwa co kuganza[12] no 'kuvyara, kugwira, kwuzura isi, no kuyiganza'. Iki gikorwa gishaka kuvuga kurima itongo no kurizigama.[13]

Igikorwa co kurema nticigeze gikurwaho inyuma yo gucumura, ariko uko gikorwa ubu kirimwo inzitizi. Habaho ububabare[14] mu kuvyara abana, mu mubano w'urugo, mu kugwiza umwimbu hamwe n'aho dukorera (ibikorwa biruhisha).

*Igikorwa c'inyuma y'umwuzure*[15] kiratwibutsa igikorwa co kurema; kandi gisa nk'uko catakaje kamere kaco ka mbere. Insiguro ya mbere yo 'kuganza' yari: ugukorera ivyo washizwe imbere – ariko vyahindutsemwo 'kuganzwa'. Igihe Yesu Kristo aje kw'isi yasubijeho intumbero nziza y'ukuganza kw'Imana.[16]

Kumwe na Aburamu, igikorwa caciye gitumbera ku mugisha biciye muri we mu miryango yose yo kw'isi. Vyasubiwemwo biciye mu vyo Imana yahishuriye Isaka na Yakobo.[17] Kubwo ivyo, ijanabutumwa kw'isi ririmwo *gukiza* abantu muri rusangi, hamwe no *kwitwararika* ibiterwa n'ibinyabuzima harimwo n'ibidukikije.

Imbere yuko Aburahamu, agereranywa n'Imana Data, aba uwutuma, yari afise igikorwa ciwe. Yasenga Imana y'ukuri,[18] yabohora abari bajanywe nk'inyagano, yatanga ikigiracumi kwa Melekisedeki, yashingiye intahe umwami w'I Sodomu,[19] yasengera abazimiye,[20] yasenga asabira ugukira umuryango w'umwami w'umupagani,[21] kandi yiteguye gutanga Isaka kw'ikimazi.[22]

---

12 1:26,28
13 2:15
14 3:16,17
15 9:1-3
16 Mat. 20:25-28
17 Ita. 12:1-3, 26:2-4,24 na 28:13-15, 35:11,12 neza neza
18 12:7,8; 13:18
19 14:18-20,22,23
20 18:16-33
21 20:7,17,18
22 Igice ca 22

*Aburahamu nk'umuntu yatumye ubwa mbere:*
Yatumye Eliyezeri kuronderera umugeni Isaka. Ibi bigereranywa n'uburyo Imana Data yatumye Mpwemu Yera kuronderera Umugeni, Ishengero, Umwana wayo. Eliyezeri yarasenze imbere yo kuvugana na Rebeka; Mpwemu Yera arasengera abera.[23]

Imbere yuko Isaka, agereranywa n'Imana Mwana, aba uwutuma, na we yari afise igikorwa. Yemeye gutangwako ikimazi,[24] yakiriye umugeni avuye ahandi,[25] yasengeye umugore wiwe,[26] yakiriye ihishurirwa ry'Imana ry'umugisha Aburahamu yahawe,[27] yasenga Imana y'ukuri[28] kandi yavyaye amahanga abiri,[29] (amashusho y'ishengero ry'ukuri n'iryo ikinyoma, birakurana gushika aho bizotandukanira).

*Uwatumye wa kabiri, Isaka:*
Co kimwe na Aburahamu, Isaka yatumye Yakobo kwironderera umugore, hanze ya Kanani. Insiguro yumvikana iboneka mu gutandukana kw'abavukana. Esawu agereranywa n'Ubukristo bw'ikinyoma, ubwo Yakobo yabwirizwa kwitandukanya na bwo. Yakobo ntiyari akwiye kwandukirwa n'impwemu z'ibigirwamana vy'Abanyakanani ivyo Esawu yari yishizemwo.[30]

Imbere yuko Yakobo aba uwutuma, na we nyene, yerekanye ibiranga igikorwa. Yahuye n'Imana aca aronka imigisha ya Aburahamu na Isaka,[31] yasanze umugore wiwe hanze y'isi ya Kanani,[32] yakuriye mu muryango wari kuzovyara ihanga rya Isirayeli, yerekanye umwitwarariko w'ubwungere ku mukuku wiwe no ku 'mukuku w'umuryango wiwe',[33] yasengeye umuryango

[23] Rom. 8:26
[24] Ita. 22; Zab. 40:7,8; Mat. 26:42
[25] Ita. 24; Mat. 22:2; Ivyah. 19:7,8
[26] Ita. 25:21; Rom. 8:34; Heb. 7:25
[27] Ita. 26:2-5,24
[28] 26:25
[29] 25:22,23
[30] 26:34,35; 27:46-28:1,8
[31] 28:10-22
[32] 28:1,2; 29:18-30
[33] 30:27-31:41; 32:7,8; 33:13,14; Yoh. 10:11,14

wiwe,[34] aserukira Ubukristo nyakuri, ariko Imana yategerezwa kumukorerako kugira ngo imukure muri kamere kiwe ka kera.[35]

*Uwatumye wa gatatu, Yakobo:*
Muri iyi nkuru, agaciro gakomeye ko kugereranya mw'Itanguriro karaboneka. Yakobo (ubu agereranywa n'Imana Data) yatumye umuhungu wiwe yakunda cane Yosefu (agereranywa na Yesu Kristo), kurondera bene se.[36] Bene se bagereranywa n'ikiremwa muntu cazimiye, ico Yesu Kristo yaje gukiza. Mu vy'ukuri mu nyuma Yosefu na we nyene 'yarakijije' bene se.

Igikorwa ca Yosefu cari gisa cane na Kristo kurusha uko vyari biri kuri ba sekuruza biwe batatu. Yerekanye ibintu vyinshi vyaranze Yesu: Bene se bamugiriye ishari kandi bumva abateye ubwoba,[37] nk'uko umuryango wa Yesu hamwe n'Abafarisayo babikoze.[38] Yosefu yahamagawe n'inzozi kuja kuganza kandi na Yesu n'uko, kubwo kugenwa n'Imana.[39] Yosefu yategerezwa kwamburwa ubutunzi n'igihagararo vyiwe kugira ngo abe umuja imbere yuko aganza, nk'uko vyagenze kuri Yesu.[40] Ku vyerekeye Yosefu, vyaboneka nk'aho yatanze ubuzima bwiwe; Yesu mu vy'ukuri yabikoze ku bushake.[41] Yosefu na Yesu barafashwe nabi mu bihe vyinshi; Yosefu ashobora kuba yarakoresheje nabi ikibanza yari arimwo mw'ibohero mu kugira ngo atanguze imigumuko hanyuma atoroke, ariko ntiyabikoze; co kimwe n'amasengesho ya Yesu I Getsemani ashobora gufatwa nk'uko yifuza gutoroka, ariko yahisemwo gushitsa ubugombe bw'Imana.[42] Yosefu yavuze ubutumwa mw'ibohero, amenyesha ukwidegemvya kw'uwatwara ibikombe no gutsindwa kw'umutetsi; Yesu yabwiye ubutumwa impwemu zari mw'ibohero.[43] Inyuma yo gukengerwa Yosefu yaradugijwe mu kibanza ca kabiri co hejuru muri Egiputa; Yesu yaronse ikibanza mu kuboko kw'I buryo bw'Imana.[44] Yosefu yahawe izina rishasha na Farawo: Zafenati-

34 Ita. 32:9-12
35 32:22-32; Rom. 6:6; 7:24; Gal. 2:20
36 Ita. 37:3; Mat. 3:17; Ita 37:16; Mat. 15:24
37 Ita. 37:11,8
38 Gereranya 37:4 ak. na Mariko 6:3, Mat. 21:45,46 & Yoh. 12:19
39 Ita. 37:5-10; Zab. 2
40 Ita. 37:18-28; Flp. 2:5-11
41 Ita. 37:31-33; Yes. 53; Yoh. 10:17,18
42 Ita. 39:22,23a; Mat. 26:39,42,44
43 Ita. 40; 1 Pet. 3:19
44 Mat. 26:64

Paneya ('umukiza w'isi'[45]); yakijije abantu inzara y'umubiri, aho Yesu nawe, Umukiza w'Isi, atanga agakiza ku bantu bafise inzara yo mu vy'impwemu kandi yahawe Izina riri hejuru y'ayandi mazina.[46] Inyuma y'igihe kitari gito Yosefu yimenyekanisha kuri bene se; co kimwe, Yesu azokwimenyekanisha kuri 'bene se inyuma y'umubiri', Abayuda.[47] Yosefu yababariye bene se ku vyo bakoze, nk'uko Yesu yozobikora hanyuma.[48]

*Yosefu, nk'uwatumye wa kane:*

Yesu, yatumwe na Data, mu nyuma yatumye abigishwa biwe kubwira amahanga Ubutumwa Bwiza: abatumwe na bo babaye abatuma.[49] Yosefu, na we yatumwe na se, yabaye uwutuma na we nyene: yatumye bene se kuzana Benyamini kandi aca ababwira ko batazokwongera kubona mu maso hiwe, kiretse bazanye umuhererezi.[50] Yesu yavuze ko azogaruka inyuma yuko Ubutumwa Bwiza bw'Ubwami buzoba bwavuzwe mw'isi yose, imbere yuko umuhero uza.[51]

Abahindutse ba nyuma bo mu mahanga[52] babwirizwa kuzanwa imbere yuko dusubira kumubona.

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Sigura amajambo 'igikorwa co kwitwararika' na 'igikorwa co gushikira'.*
2. *Sigura abo Aburahamu, Isaka, Eliyezeri, Rebeka, Esawu, Yakobo na Yosefu bagereranywa.*
3. *Sigura bimwe bimwe mu biranga igikorwa ca Aburahamu, Isaka, Yakobo na Yosefu.*
4. *Ni bande batumwe mw'Itanguriro babaye abatuma na bo nyene?*
5. *Gereranya ubuzima bwa Yosefu na Yesu uko ushoboye kwose.*
6. *Sigura insiguro y'ukugaruka kwa Yosefu, atumyeko Benyamini.*

---

45 F.J. Dake, *Annotated Reference Bible*: Zafenati-Paneya risigura 'ubuzima bwagutse', ryasiguwe na Jerome nk 'umukiza w'isi' (Dake urup. 41). Raba kandi: F.B. Meyer, *Great Men of the Bible*, 1981:126

46 Yoh. 1:29; 3:16-18; Flp. 2:9,10

47 Ita. 45; Zek. 12:10; Yoh. 19:37; Ivyah. 1:7

48 Ita. 45:3-8; 50:15-21; Luka 23:34

49 Yoh. 20:21; Mat. 28:18-20; Ivyak 1:8

50 Ita. 42:18-20; 44:23

51 Mat. 24:14

52 Abahindutse ba nyuma bo mu mahanga bavutse ubwa kabiri bwa nyuma. Mu vy'impwemu ni abahererezi.

### *Icigwa ca 3: Ingorane z'Icaha c'Umuntu*

Imana yaremye umuntu kugira ngo agire ubusabane na yo: Yashaka umukunzi Ishobora gusangira na we umutima wayo, imigisha, inkomezi, ubutegetsi n'intebe y'icubahiro. Ni yo mpamvu Yaremye umuntu afise ubwigenge bwo guhitamwo. Imigenderanire itavuye mu guhitamwo kw'imico runtu si imigenderanire y'urukundo. Kuremwa nk'umuntu yigenga, umuntu arashobora guhitamwo kwemera canke kwanka iyo migenderanire. Imana yerekanye uku guhitamwo mu gushira ibiti vy'ubwoko bubiri mw'Itongo. Umuntu yasabwa kutarya ku giti kimenyekanisha iciza n'ikibi.[53] Ingaruka zo guhitamwo zari ubuzima canke urupfu.

*Kamere* y'ikigeragezo ca Eva ntaho itandukaniye n'uburyo abantu bageragezwa muri iki gihe. Bagwishwa n'impari zimwe iyo hageze kuvuga neza amajambo y'Imana. Uku kugwa ntikwabaye nk'impanuka, kwatanguriye ku caha cabaye mu vyiyumviro: impari zariyumviweko neza cane kandi igikorwa cakozwe n'ibigirankana. Nta rwitwazo.[54]

*Ivyari* mu kigeragezo[55], Eva yagize ugukekeranya kw'Ijambo ry'Imana, ukwo Satani yari yabivye mu mutima wiwe: 'Vy'ukuri Imana yaravuze…?' – Hanyuma aca avuga ikintu Imana itigeze ivuga, ni ukuvuga ko umuntu adashobora kurya ku giti na kimwe mw'Itongo. Umugore yishuye mu buryo butandukanye n'amajambo atumbereye y'Imana mu kwongerako ngo 'kandi ntukwiye kugikorako'.

Satani rero asiga amayeri yiwe ahakana yivuye inyuma imburi y'Imana ko 'bazopfa atakibuza'. Satani yasiguye amajambo y'Imana ugutandukanye n'uko Yashatse kuyavuga. Imana ubwa mbere yavuze urupfu rwo mu buryo bw'impwemu: umuntu yatakaje imigenderanire yiwe n'Imana. Inyuma y'ivyo, urupfu rwo mu buryo bw'umubiri rwobaye nk'igisasu mu buzima bwabo no muba bakomokako. Ibi ni vyo Satani atigeze avuga. Izindi mpari ziwe zari ngo: 'muzoba nk'Imana, muzi iciza n'ikibi'. Abantu muri iki gihe basigura iki gice c'ukuri ngo 'uzoba akamana gato wewe nyene'.

---

53 Ita. 2:9,16,17

54 '… kugira ngo abantu ntibagire ico bireguza …' (Rom. 1:20b)

55 Ita. 3:1-5

Umuntu yahavuye amenya bigoranye ko kumenya iciza n'ikibi bitatumye anezerwa cane, kubera ko ubu bumenyi bufise aho bwegamiye. Kuva igihe umuntu amenyeye icaha yaciye afatwa.

*Impamvu* iri inyuma y'ikigeragezo n'uko Satani ubwiwe yashatse kumera nk'Imana[56] kandi yinjije ico cifuzo mu mutima w'umuntu. Umuntu yari yaremewe kuganza,[57] rero ico Satani yabwirizwa gukora cose kwari ugukoresha iyi ntumbero yatanzwe n'Imana akayihumanisha impamvu z'ukwikunda. Izo mpamvu nta burimbi zifise kandi zirenga uburimbi bw'Imana. Inkomezi z'umuntu zikora neza gusa muri ibi, ariko Satani areshesha abantu ukwifuza ibirengeye intumbero y'Imana kuri bo.

Satani akoresha inzira imwe y'ikigeragezo yisubiriza kandi Bibiliya nayo ituburira ubudasiba. Kuva mw'Itanguriro 3 dutahura uwateye ikibi mu mutima w'umuntu, nubwo umuntu yabaye indimo yiteguye kwakira ibi vyatsi bibi. Ingaruka z'icaha c'umuntu zari ugutahura ko ari gusa, gutinya Imana, gushaka kwinyegeza, kwagiriza abandi yikurako, bigaherera ku rupfu rwo mu mpwemu n'urwo mu mubiri.[58] Duhereye kuri Yakobo turiga ko impande zibiri ari zo zifise uruhara mu kuvyara icaha:[59] inkomezi z'icaha zo kugerageza, n'icifuzo kibi c'umuntu ubwiwe – ico yari akwiye kuganza.[60] Gutahura ibi ni ngirakamaro kw'ijanabutumwa kw'isi. Nimba tuzi umwansi wacu n'inkomezi ziwe aho zigarukira, hamwe n'intsinzi ya Yesu kuri we, turafitiye ubutumwa isi.

Icaha c'umuryango umwe cagize ingaruka ku vyaremwe vyose:[61] umuntu n'abamukomokako hamwe n'ibiterwa n'ibinyabuzima bazananye umuvumo.[62] Igihe Kayini yica Abeli, Imana yavuze ko kwica bizana umuvumo.[63] Ubwicanyi ni icaha kibi cane kandi kivyara ukwiyagiriza gukomeye mu vyiyumviro. Inzira yonyene yo gutorera inyishu ivyo, ukwihana neza ni kwo kwitsindanishiriza. *Ingaruka* ni ugukomantaza

---

56 Yes. 14:13,14
57 Ita. 1:26,28
58 3:10, 8, 13 & 14 neza neza
59 Yakobo 1:14,15
60 Ita. 4:7b
61 3:14-19
62 Rom. 8:19-21
63 Ita. 4:8-13

umutima. Kayini ntiyigeze yihana kandi yavuye mu nyonga z'Imana aho yatangurije uruvyaro rwiwe rw'abamukomokako batari ab'Imana.[64] Hanyuma Nowa yabonye umuvumo ku mwuzukuru wiwe Kanani kubwo icaha ca Hamu.[65] Kanani yarazwe uwo muvumo kubera ko Hamu atihanye uguhumana kwiwe Kubwo ivyo rero uyu muzi w'icaha warabandanije atakibuza, uroga urundi runganwe.

Imana yongejeko ingingo mw'isezerano ryayo na Aburamu:[66] kuvuma abatoranijwe n'Uhoraho, yaba umuntu ku ruhara rwiwe canke ubwoko bwose, bituma umuvumo usubira ku wabivuze.[67]

Gusenga ibigirwamana bijana mu rupfu ningoga, hamwe kandi no kudashikira ico umuntu yagenewe. Rakeli yivye imana zo mu rugo rwa se; ntiyashobora kureka kwandukiza mu buryo bw'impwemu urugo rwa se. Kubera ko Yakobo atari azi uwagirizwa, yatangaje urupfu ku wakoze icaha.[68] Bidatevye inyuma y'ivyo, Rakeli yaciye apfa ariko aravyara ataranashika ku mahema ya Isaka, urugo rwiwe kubwo isezerano.[69] Nubwo umuryango wikuyeko izo mana,[70] ntaho dusoma ivyerekeye ukwihana, gushobora kuba kwarakuye umuvumo wa Yakobo kuri Rakeli. Mu nyuma mu Vyanditswe Vyera tubona aho igihano cagabanutse mu gihe uwakoze icaha yihanye.[71]

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Sigura impamvu umuntu yaremwe nk'umuntu yigenga.*
2. *Ni izihe mpari Satani yahendesheje Eva?*
3. *Ni iyihe mpamvu ya Satani yo kuresha ikiremwa muntu?*
4. *Ni izihe mpande zibiri zifise uruhara mu kuvyara icaha, nk'uko Yakobo abivuga?*
5. *Haba iki iyo utihanye ivyaha vyawe?*
6. *Sigura impamvu Rakeli yapfuye ariko aravyara.*

---

[64] 4:17-24
[65] 9:20-27
[66] 12:2
[67] 27:29b
[68] 31:32
[69] 35:16-20
[70] 35:2,4
[71] Raba ak. 1 Abami 21:20-29, canke Yona

***Icigwa ca 4: Uwatanguje Icaha – Satani Yaranduje Ikiremwa Muntu***

Hariho umwansi *umwe gusa* yashizweho n'Imana ku kiremwa muntu, Satani[72] n'abamukurikira, abamarayika bakorowe. Imana yashize urwanko hagati yacu na bo. Ni abansi bacu nyakuri kandi bakomeje urwanko rwose hagati mu bantu. Imana ntiyigeze ishaka ko habaho urwanko mu bantu.

Amwe mu mayeri ya Satani yamye ari ayo gutanguza ikibi, hanyuma akinyegeza agakora nk'uko atabaho. Bisa nk'uko ata na hamwe aseruka mw'Isezerano rya Kera, kandi igihe Yesu yakorera kw'isi ni ho gusa ibikorwa vya Satani vyashizwe ku mugaragaro no gusamburwa.[73]

Iyo turavye neza muri Yesaya 14 na Ezekiyeli 28 tubona igitutu c'ivyabereye mw'ijuru, kera cane. Muri Yesaya dusoma ivyanditswe ku mwami w'I Babuloni[74] – uyu mwami yagereranywa na Satani. Ibintu vyinshi vyanditswe muri iki gice ntibishobora gukoreshwa vyoroshe ku mwami asanzwe w'umuntu. Kubwo ivyo bifise insiguro nini iyo tubikoresheje ku wundi 'mwami': uwahawe ubutegetsi n'inshingano kanaka mu bwami bwo mw'ijuru, inkomezi yakoresha mu nyungu zo kwikunda.

Muri Ezekiyeli tubona uwundi mudondoro (ugereranywa n'umwami w'I Tiro) werekana Satani uwo ari we imbere y'ugukororwa kwiwe.[75] Yari atwikiriwe n'ubwiza buhebuje bwo mw'ijuru n'icubahiro. Imana yamwita umukerubi murinzi, umumarayika wo ku ntebe.[76] Imbere y'ugukororwa kwiwe, uyu mukerubi, ubwa mbere yitwa Inyenyeri yo Mugitondo canke Umwana wo mu Buca, yisanze mu kuganza isi.

Yabandanije abona Imana mu butegetsi bwo kuganza kwayo, Yicaye ku ntebe nkuru yo hejuru, Ikoresha inkomezi zose kandi Ihabwa icubahiro cose, guhimbazwa no gutazirwa. Ivyo vyari birengeye ivyo uyu mukerubi yoshobora kwihanganira. Ubwiza buhebuje bwari bumuzungurutse kandi ubwo yari yambaye ntibwari buhagije. Yashatse ibirenze. Kuba musi y'Iyisumba Vyose ni vyo atari agishoboye kwemera. Yagize ishari aca

[72] Ita. 3:15a
[73] Kol. 2:15; 1 Yoh. 3:8b
[74] Yes. 14:4
[75] Ezk. 28:1-19
[76] 1 Sam. 4:4; Zab. 99:1; Yes. 37:16 n'ahandi.

aragarariza, hanyuma aca ahendahenda ica gatatu c'abamarayika ngo biyunge na we.[77]

Igihe Satani avumwe kandi Umukiza yari yarasezeraniwe ikiremwa muntu cazimiye,[78] yaciye ashiraho iyindi mikenyuro: kwonona ikiremwa muntu kugira ngo ntibizokunde ko uwo Mukiza aza.[79] Imana yarabipinze mu kugabanya igihe co kubaho kw'umuntu, kugira ngo igabanye ubushobozi bwiwe ku caha hamwe n'umubabaro uterwa n'uburemere bwaco.

Uyu musi turabona ibi biba, kubwa ya mpamvu nyene. Mu mpande nyinshi z'isi ubuzima bwitezwe ku ruhande rw'umuntu bugenda bugabanuka cane, kubera ubukene, indwara, intambara, inzara, nyamugigima, imyuzure bijana ku rupfu – vyose kubera icaha. Abantu ubu bariko barapfa bakiri bato kuruta ubwa mbere. Aho icaha ciyongereye, ubuzima bwitezwe buragabanuka. Ni rimwe mu mategeko y'ikiremwa muntu Imana yashizeho[80] – si itegeko ry'igihano ahubwo ni iry'imbabazi: imibabaro y'abantu kw'isi ica igarukira ku myaka mike.

Amajambo avuga ku bibazo vyo kw'isi arakomeye cane: 'Uhoraho abona ibibi vy'abantu ingene ari *vyinshi* mw'isi, kandi ko *ivyiyumviro* vy'imitima yabo *vyamenyereye* gukora ibibi *gusa ibihe vyose'*.[81] Imbere yuko Imana ivuga ko ari nkenerwa guca urubanza, Yarasiguye uburyo ikiremwa muntu cacumuye birengeye gukira. Mu nyuma turasoma ivyerekeye ukwononekara aho vyose vyugaraniye.[82]

Ivyavuyemwo vyari biteye ubwoba cane muri ico gihe, ariko ntidushobora gusoma inkuru y'umwuzure duhereye mu mwihwezo wa kahise gusa. Ifise akamaro kaboneka no muri iki gihe kubwo ivyo Yesu yavuze.[83] Imbere yuko Agaruka kw'isi inyifato y'abayibako izoba igereranywa n'iyo urunganwe rwa Nowa. Ukwononekara kw'inyifato n'ukwiyongera kw'icaha, ukwononekara kw'ibidukikije kuriyongera, ingeso n'ingendo mbi biriganje kandi

77 Nk'uko vyova mu mvugo mpinyanyuro mu Vyahish. 9:1 & 12:4
78 Ita. 3:15
79 6:1-4
80 6:3
81 6:5 (indome zikitse)
82 6:11,12
83 Mat. 24:37-39

n'ubupfumu bukwiragira nk'umuriro wo mw'ishamba. Yesu yavuze ati: 'Igihe Umwana w'umuntu azozira, azosanga ukwizera kw'isi?'[84] Iki kibazo ntikiriko kiragenda neza, rero dukeneye gukiza ibishobora gukira. Iryo ni ryo janabutumwa ryacu kw'isi.

Turabona ubundi burorero bubiri bwerekana ikwiragizwa ryo kwononekara mw'Itanguriro, aka *mbere* ni igihe Kanani arazwe umuvumo kubera icaha ca se.[85] Inyuma y'imyaka igihumbi (!) ivyaha vy'abamukomokako vyahanywe biciye muri Isirayeli – ariko inyuma yaho 'icaha c'Abamori kimaze gushika ku rugero rudasanzwe'.[86] Imana iteba gushavura kandi ntishaka ko hari n'umwe yopfa rubi.[87]

Akarorero ka *kabiri* turabona mu vyaha vya Yuda: ubwa mbere yarongoye umugore w'Umunyakanani, kandi inyuma y'urupfu rwiwe yaratembereye imaraya (umukazana wiwe yinyegeje). Mu nyuma muri kahise ka Isirayeli turabona ko ivyo vyaha vyabaye akaronda[88] (bamwe mu benegihugu b'abagabo b'Abisirayeli bakoze ubusambanyi n'abagore b'Abanyamowabu hanyuma baca bararongorana gushika mu gihe ca Ezira).[89]

Abavyeyi bazana akaronda k'ingeso mu buzima bw'abana babo biciye mu karorero no mu majambo. Aba bana, mu gukura, barahitamwo kwemera canke kwanka ingeso y'abavyeyi babo. Niyo banka ubuzima bw'ukwubaha Imana bw'abavyeyi babo, bazoharurwa nk'abanyavyaha mu ruhande rwabo. Niyo, mu rundi ruhande, banka ingeso y'icaha y'abavyeyi babo hanyuma bakagarukira Uhoraho, bazokizwa ivyaha vyabo kandi bazoharurwa n'Uhoraho nk'abagororotsi. Umuti w'ikibazo ni ukwihana. Imana ntiyigeze yirengagiza umuntu n'umwe yaje kuri Yo aciye bugufi nk'umunyavyaha kandi buri gihe, aho igihano kizoba, ukwihana kuzoba kwabuze.

---

84 Luka 18:8b
85 Ita. 10:24-27
86 15:16b
87 2 Pet. 3:9
88 Ugereranije umuzi w'icaha mw'Ita. 38 hamwe n'abantu benshi b'ivyamwa bibi mu Guh. 25
89 Ezira 9 & 10

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Ni ukuhe kugereranywa kwiza kwonyene kw'urwanko?*
2. *Ni ibihe bice bibiri vy'ivyanditswe biduha ihishurirwa mu gukororwa kwa Satani?*
3. *Ni uwuhe muzi wa Satani w'impamvu yo kugarariza Imana?*
4. *Satani yakoze iki, kugira ngo abuze ivuka rya Yesu?*
5. *Sigura impamvu igihe co kubaho kigabanuka iyo icaha ciyongereye.*
6. *Sigura ukwononekara kwa Kanani hamwe n'ukwa Yuda, kandi ushiremwo ingaruka za kure z'ingeso yabo.*

### *Icigwa ca 5: Inyishu y'Imana ku Ngorane z'Icaha*

Imana iriko irarondera umuntu, naho yacumuye.[90] Ibi bituzana ku cigwa cacu nyamukuru ca gatanu. Umuntu yari azi ko yabihanye, aca ariruka agerageza kwinyegeza. Turabona ku ncuro ya mbere uburyo Imana yacu idasanzwe ugereranije n'izindi mana: Irondera abazimiye.[91] Izindi mana zishobora kuboneka gusa kubwo inguvu z'umuntu – ariko ntizishobora kumukiza.[92]

Inyifato y'Imana ifise impande zibiri: Ikunda bose, iragororotse kandi iratunganye.[93] Yakunze abanyavyaha ku rugero rwo gusiga ijuru kugira ngo Ibane na bo ikindi kandi Yanse icaha ku rugero rwo gutanga ubuzima bwayo kubwa co. Imana yateguye umujanabutumwa mu Mwana wayo w'ikinege. Igikorwa ciwe carimwo ibice bitatu: Yategerezwa gufita ishusho nk'iyo umuntu;[94] Yategerezwa kubaho ubuzima butagira icaha;[95] Yategerezwa gupfa ataco azira kugira ngo atsindanishirize abanyavyaha bamwizeye.[96]

Iyi nyifato imuha uburenganzira bwo guhangana n'umuntu hamwe n'icaha ciwe.[97] Umuntu yategerezwa guhanirwa ibikorwa vyiwe kandi ata guhunga.[98] Turabona uburyo Imana ishira mu ngiro igihano cayo ca mbere:[99] Ifata impande zose kumwe, ata nkunzi, ikazisuzuma kandi ikaraba uruhara rwazo mu caha. Imana itangura igihano cayo mu guhangana n'uwatanguje icaha,[100] inzoka, mu nyuma yiyerekanye nka Satani. Ivyo ibikora mu kumuvuma, mu gushira urwanko hagati yiwe n'ikiremwa muntu kandi no gutangaza ugukorogwa kwiwe, ukumenagurika kw'umutwe wiwe.

Ihangana n'uwatanguje icaha ubwa mbere ariko atari wenyene. Ibwira umugore imbere yuko ibwira umugabo kuko yacumuye ubwa mbere.

---

90 Ita. 3:9
91 Mat. 18:12-14
92 Dan. 3:29
93 Yoh. 3:16 & Heb. 10:31
94 Flp. 2:7,8
95 Heb. 4:15
96 Yoh. 1:29,36; 1 Pet. 1:19
97 Ita. 3:11
98 4:9-12; Gus. 32:36; Zab. 135:14; Heb. 9:27
99 Ita. 3:12,13
100 3:14,15

Adamu yahenzwe n'umugore gukora icaha, ariko ibi ntivyatumye yidegemvya.[101] Umugore amaze kwumva ukuri kwiwe, n'umugabo na we yahuye n'ingaruka zo kutumvira kwiwe.

Icaha nticapfuye kubaho ku bantu. Bategerezwa kwemera icaha – no kwemera inshingano kuri co. Abantu bategerezwa guhura n'ingaruka z'ibikorwa vyabo; bimbura ivyo babivye, ku buzima canke ku rupfu.[102]

Hano Inkuru Nziza iraseruka. Turabona ku ncuro ya mbere ko Imana yazanye inyishu ku ngorane y'icaha: Yambitse umuntu impuzu z'urushato.[103] Ibikoko vyategerezwa kwicwa kandi n'amaraso agaseseka kugira ngo bifuke ubwambure bw'umuntu vyongere bifuke mu gihe gito isoni ziwe n'ibimukikije. Biboneka ku ncuro ya mbere ku ngingo, yanditswe mu nyuma mu Baheburayo: '… hatavuye amaraso ntihaba guharirwa ivyaha'.[104]

'Isezerano ry'Umugore'[105] ryerekana ko urwanko ruri hagati y'ikiremwa muntu n'uwatanguje icaha rwasizweho n'Imana. Mu ntambara yo kurwanya icaha Iri mu ruhande rwacu! Si ukuba urwanko hagati y'abantu. Vyongeye, Imana yasezeranye intsinzi ku rubuto rw'umugore, Yesu Kristo, ari We yamenaguye umutwe w'inzoka I Karuvari; hanyuma kandi: gukomora igitsintsiri ni vyo vyonyene Satani ashoboye gukora: si itegeko, ariko bibuza kandi bitevya inzira y'ugucungurwa. Iri sezerano ni ryo tangazo rya mbere ry'Umukiza, Uwari akwiye kwugurura inzira y'agakiza kuri bose. Ni we wa Mbere kandi wenyene ashoboka Imana yavuzeko agakiza.[106]

Iyo twisunze ibimazi vya Kayini na Abeli, turabona ko Kayini yakoze mu ndimiro hanyuma azana bimwe vyo mu vyamwa nk'ikimazi. Yatanze *ibikorwa* vyiwe yibaza ko ashobora kwemerwa n'Imana kubwo inguvu ziwe. Abeli yazanye ibinure (uburyo bwo gusenga) bivuye mu mukuku w'izavutse ubwa mbere.[107] Yaratahura ibintu mukuru we yari abuze: ubwa mbere ico caha cari gikomeye ku rugero rwo gusesa amaraso; ubwa kabiri ivya mbere

---

101 3:16,17
102 Gal. 6:7,8
103 Ita. 3:21
104 Heb. 9:22
105 Ita. 3:15
106 Yoh. 14:6; Ivyak. 4:12
107 Ita. 4:2-4

yaronse (imfura) vyari ivyo Uhoraho. Abeli yahaye Imana ikibanza ca mbere mu buzima bwiwe.

Imana ntiyigeze yagiriza Kayini kutumvira; Yafashe akanya ko kuganira na we kandi yamuhaye inyishu ku kibazo ciwe, cari ishavu no kwijirirwa mu maso ('kubabara'). Imana yasiguye ko Kayini yari afise ubushobozi bwo guhitamwo ingeso nziza canke mbi.

Imana yavuze ko akaga ko guhitamwo nabi ari: ukwongereza intege nke z'ingaruka y'icaha, gishaka kuganza umuntu. Kandi vyahawe umuntu kuganza icaha atari ukukireka ngo kiganze mu buzima bwiwe.[108] Ariko Kayini ava mu nyonga z'Imana.[109] Kuva ico gihe abantu bari ubwoko bubiri ni bo bagendagenze kahise: Uruvyaro rwa Kayini *rutubaha* Imana hamwe n'urwa Seti *rwubaha* Imana.

Mu nkuru ya Nowa[110] turabona urukurikirane, ruseruka muri Bibiliya yose: Imana ibona icaha ica ifata ingingo yo kugira ico ikoze;[111] hanyuma Ihamagara kandi Ituma umuntu (umuvugishwa, umucamanza canke umujanabutumwa); uyu yatumwe (Mu kigiriki: *αποστελλο,* apostello) avuga mu kibanza c'Imana; benshi ntibizeye kandi babandanya mu kutizera kwabo; igihano kiza nk'uko vyari vyatangajwe kandi abasigaye ni bo bakize kuko bizeye Imana.

Izindi nkuru zo muri Bibiliya na zo zirerekana uru rukurikirane, akarorero: ukurekurwa kwa Isirayeli muri Egiputa, ukurekurwa kwayo mu gihe c'abacamanza, hamwe no kugaruka kw'abasigaye inyuma y'ubuhungiro. Ico izi nkuru zihurirako n'uko ikintu cose gihagarara canke kigwa kubwo kwizera canke kutizera ivyo Imana yahishuye. Mw'Isezerano Risha turabibona muri Kristo, Ubwato bw'Imana, inzira yonyene y'agakiza.

---

108 4:5b-7; Rom. 6:12
109 Ita. 4:16
110 6:9 – 7:24
111 3:22-24; 4:9-15; 6:5-7,11-14

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Ni ibihe bintu bidasanzwe biranga Imana?*
2. *Ni izihe mpande zibiri z'inyifato y'Imana?*
3. *Ni ibihe bintu bitatu bigize igikorwa ca Yesu?*
4. *Ni mu buhe buryo Imana yahanganye n'uruhande rw'icaha kandi kubera iki?*
5. *Sigura insiguro yo mu buryo bw'impwemu y'igikorwa Imana yakoze igihe Yambika Adamu & Eva urushato rw'igikoko.*
6. *Ni mu wuhe murongo dusoma isezerano ry'umugore?*
7. *Erekana 'urukurikirane rw'ukuburira' kw'Imana, gutangurira urubanza.*

### *Icigwa ca 6: 'Inyishu' Umuntu Yirondereye ku Ngorane z'Icaha*

Kuva ku musi wo gucumura, umuntu yategerezwa kubana n'ingaruka nyinshi z'icaha. Umutimanama wiwe wamubwira ko yihenze, ko yiyagiriza imbere y'umuntu nka we n'imbere y'Imana. Umuntu yabujijwe amahoro n'umutimanama wiwe; bwari nk'ububabare budasanzwe mu mushaha wiwe ivyo yaronderamwo ugutabarwa. Igihe cose yari azi ati: "Narakoze nabi, nkwiye guhinduka". Muri ico gihe yaratahura kubwo ivyaha vyaguma bigaruka ko bigoye cane guhinduka, tutibagiye gukuraho icaha c'inyanduruko.

Bamwe batakambiye Imana ngo ibafashe, abandi bakomantaje imitima yabo kandi bagerageza no kuzivya imitimanama yabo. Ijambo 'umutimanama (conscience)' rigizwe n'amajamabo abiri, 'con' na 'science' asigura ngo '(kumwe) na' hamwe no 'kumenya'. Imana irazi ko icaha ari kibi kandi ko biciye mu kumenya kumwe kwiwe (con-science) umuntu 'arazi kumwe n'Imana' ko icaha ciwe ari kibi cane.

Mw'Itanguriro 4 turabona abavukana babiri ba mbere, Kayini na Abeli, batanga ikimazi (itari ingabire!) ku Mana. Bompi, ari abagabo bakuze, bari bazi ivyaha vyabo.

Abeli yaratahuye ko ata mbabazi zishobora kubaho hatavuye amaraso kandi mu gutanga ikimazi c'igikoko yakurikije gusa akarorero k'Imana,[112] nta gukekeranya ko yari yarumvitiye neza ku bavyeyi biwe. Yari amaze gutahura ko icaha kijana mu rupfu kuko igihe abavyeyi biwe bakoze icaha, Imana yishe igikoko kugira ngo ifuke ubwambure bwabo. Amaraso yategerezwa guseseka mu kibanza cabo kandi Abeli we yumva ko ata tandukaniro kuri we, rero yaciye yica ata gahato asesa amaraso kugira ngo atange impongano y'ivyaha vyiwe. Vyamuhaye gufukwa mu nyonga z'Imana kandi n'umutimanama wiwe wararonse amahoro.

Kayini, ku rundi ruhande, we ntiyari afise uko gutahura. Birashoboka ko atigeze amenya ico gukora ku vyaha vyiwe kandi akaba yarazibiye akaborogo k'umutimanama wiwe mu gukomantaza umutima wiwe. Yarakiriye ingeso yiwe y'icaha mu kugerageza kwiyemeza ngo 'uku ni ko meze' atanagerageje

[112] Ita. 3:21

guhinduka. Ariko, yari azi ko inyifato yiwe itari nziza kandi umusi umwe, ngira ngo akwirikije akarorero keza ka murumuna we, yari gufata ingingo ko ata kibi vyomugiriye nimba na we nyene yozanye ishikanwa. Ni uyu mutima ukomantaye kandi utihana, ugisigaranye ibintu bimwe bimwe bigisigaye vyo kumenya icaha, utanguye kwerekana ingeso zo mw'idini: biboneka nka vyo, mbere bikumvikana nka vyo, ariko si vyo, na mitende ko atari mu nyonga z'Imana. Kayini yari azi ko yacumuye ariko ashobora kuba yabonye ko ari ikintu gito cane co kwica no gusesa amaraso, nk'uko murumuna we yabikoze. Mu bisanzwe, ishikanwa rya Kayini ryari ishikanwa ry'ibikorwa, mu gihe ishikanwa rya Abeli ryari iryo kwizera. Biragaragara ko atari afise amahoro yo mu mutima Abeli yari afise kandi yari yabonye itandukaniro. Iryo tandukaniro ryamuteye ishari, ishavu no kwihebura.

Haheze akanya yahinduye umubabaro wiwe umururazi no kwifuza kwihora. Mu nyuma ntiyari agishoboye kuvyihanganira aca yica murumuna we, uwo, kubera ko inyifato yiwe yubaha Imana, yagumye ahungabanya umutimanama wa Kayini – ivyo Kayini yari yakoze ibishoboka vyose ngo abizivye. Ariko ubwa nyuma yarabohowe ubu bubabare kw'izosi, Abeli.

Muri ubu bwicanyi bwa mbere ni ho habaye ugutandukana kwa mbere kw'ikiremwa muntu: hagati y'abakurikira Imana mu nzira zayo hamwe n'abibwira ko bayikurikira ariko bariko baragenda mu nzira zabo. Uwa kabiri yatoteje uwa mbere kandi n'uko vyamye bigenda kuva ico gihe. Muri kahise kose abakurikira mu kinyoma bamye batoteza abakurikira Imana b'ukuri.

Nko mw'Itanguriro 4 turabona ugutandukana kwa mbere hagati y'ishengero ry'ukuri n'iryo ikinyoma. Ibi bizovugwa cane mu cigwa nyamukuru ca 10, aho tuzobona inkomoko ya Babuloni. Uko gutandukana kuzoherera mu mishwano y'isi yose mu gihe c'iherezo, ico Bibiliya yita amarushwa ahambaye.[113]

Mw'Itanguriro 4 turabona ugutandukana nyakwo kuri mu biremwa muntu: *abafise* Imana n'*abatayifise*. Ibi vyabaye ukuri mu kiringo ciswe 'igihe' kandi bizokwama ari ukuri ibihe vyose. Kubwo ivyo rero ni ngirakamaro cane ko umugwi wa mbere ukora ibishoboka vyose kugira ngo uburire umugwi wa kabiri no kuwugarukana ku Mana. Ico ni co gikorwa cacu – igikorwa mu

[113] Mat. 24:21

vy'ukuri Imana ari yo mwubatsi – igikorwa kivuga ko Imana idashaka ko hari n'umwe yotandukana na Yo ngo apfe rubi.[114]

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Sigura insiguro y'ijambo n'iciyumviro c'umutimanama'.*
2. *Sigura impamvu Imana yemeye ishikanwa rya Abeli n'impamvu ishikanwa rya Kayini ritemewe.*
3. *Ni iyihe, kuva kuri Kayini & Abeli, migwi ibiri y'abantu iba mw'isi?*
4. *Ni igiki cakozwe kandi gikorwa n'umugwi ku wundi, gitera umubabaro?*

[114] 2 Pet. 3:9

### *Icigwa ca 7: Isezerano ry'Imana n'Umwana w'Isezerano*

Icigwa c'Umwana (Umuhungu) ni ngirakamaro muri Bibiliya: Isaka ni we agereranywa na Kristo ubwa mbere.[115] Imana yasezeraniye Aburahamu iti: 'umuhungu wo mu kara kawe ni we azotorana ivyawe'.[116] Yavuze umuhungu, ariko ntiyavuze Sara, nk'uko umengo ntasiguritse n'ibigirankana. Imana itanga isezerano hanyuma umuntu aca arondera uburyo yoshobora 'gufasha' Imana kurishitsa. Raba ijambo rya Sara 'kumbure'.[117] Aburahamu yananiwe gusaba uburongozi bw'Imana. Ivyakurikiye vyabaye umubabaro w'umuryango ukaba mu nyuma wavuyemwo imishwano y'isi yose.[118]

| Ishimayeli | Isaka |
|---|---|
| Ivuka rya Ishimayeli ntiryari ryaravuzwe | Ivuka rya Isaka ryari ryaravuzwe |
| Umwana w'umubiri | Umwana w'isezerano |
| Yibungenzwe kubwo ubushake bw'umuntu | Yibungenzwe kubwo ijambo ry'Imana |
| Umwana w'umujakazi | Umwana w'umugore yidegemvya |
| Inyifato y'ubugarariji[119] | Umuntu w'Imana[120] |
| Yakiriye imigisha imwe imwe[121] | Yakiriye amasezerano yuzuye[122] |
| Abategetsi cumi na babiri bavuye muri we | Isirayeli yari igizwe n'imiryango cumi n'ibiri |
| Yabaye igihugu gikomeye[123] | Yabereye umugisha amahanga yose[124] |
| Se w'Abarabu | Se w'Abayuda n'abizera bose |
| Yavyaye Isilamu | Biciye muri we haje idini ry'Ikiyuda & n'irya Gikristo |
| Nta gakiza kuba Isilamu hanze ya Kristo | Agakiza kubwo kwizera Kristo[125] |

Imana ntikeneye ubufasha kugira ngo ishitse amasezerano yayo; ahubwo, 'ubufasha' bw'umuntu kenshi bubangamira intumbero yayo. Ishobora kuba yariyerekanye mu buryo budasobanutse, kugira ngo ibone uko Aburahamu yifata mu kiringo co kurindira. Yarananiwe iki gipimo, co kimwe na Yakobo mu nyuma, igihe yaronka ivyo kuba samuragwa ku mayeri.[126]

---

[115] Ita. 15-18; 21, 22, 24 – 27
[116] 15:4b
[117] 16:2
[118] Zek. 12:3
[119] Ita. 16:12
[120] 24:63; 25:21
[121] 16:10; 17:20
[122] 17:19,21
[123] 25:12-18
[124] 17:16
[125] Yoh. 14:6; Ivyak. 4:12
[126] Ita. 25:31-34

Ubwa nyuma, isezerano *hamwe* n'abarihabwa, Aburahamu *na* Sara, baravuzwe cane cane:[127] uruvyaro rw'amasezerano rwabwirizwa guca muri Isaka, atari muri Ishimayeli.

Aburahamu na Isaka bagereranywa n'Imana Data hamwe n'Umwana wayo Yesu Kristo.[128] Mu rundi runganwe ruzokurikira, uruvyaro rw'amasezerano rubandanyana n'umuhungu muto, Yakobo.[129] Biratangaje kubona Isaka, ari we muhungu muto w'isezerano, yirengagije iyi ngingo mu gihe co guhezagira abamukomokako, nubwo Imana yari yaravuze neza imbere yuko abahungu bavuka. Na we nyene yakoze ku kugomba kwiwe – ingaruka n'uko urugo rwiwe rwiciyemwo ibice,[130] ubutagisubira kwiyunga ukundi.

Umugambi wa Isaka coba cari igikorwa c'ibigirankana co kutumvira catewe n'akayabagu ka kamere kandi k'igihe gito? Ego cane, uburyo Rebeka na Yakobo bavyitwayemwo vyari bibi co kimwe kandi icavuyemwo n'uko bishoboka ko batasubiye kubonana inyuma yaho Yakobo ahungiye. Inyuma y'ibi, izina rya Rebeka ntirisubira kuvugwa. Birashoboka ko yapfuye imbere yuko Yakobo agaruka inyuma y'imyaka mirongo ibiri.

Abahungu bose b'isezerano, Isaka, Yakobo na Yosefu, bavutse ku bagore b'ingumba, Sara, Rebeka na Rakeli. Aba bagore bose babwirizwa gusengerwa kugira ngo batware inda, kandi nta n'umwe mu bahungu babo b'isezerano yari mukuru. Ishusho idasanzwe y'ivyo impwemu irinyegeje muri iyi ngingo.

*Umuhungu mukuru* agereranywa n'ubuzima bwa kera bw'abizera bo mw'Isez. Risha, bwavuye mu kuvuka gusanzwe. Ingeso ya Ishimayeli na Esawu igenda ibangabanganye n'ivyo Pawulo yerekanye nk'ibikorwa vy'umubiri.[131]

*Umuhungu muto* agereranywa n'ubuzima bushasha bw'abizera, buva mu kuvuka ubwa kabiri. Ubu buzima bushasha ni ubuzima bwabo bukiri buto – butangura inyuma y'ubuzima bwa kera – kandi bugatangura inyuma yo kuvuka kwabo mu buryo bw'impwemu. Nta n'umwe muri aba bahungu

[127] 17:16,19,21
[128] Raba icigwa nyamukuru ca 2
[129] Ita. 25:33 & 28:13-15
[130] Ibice vya 27 & 28
[131] Gereranya ak. Ita. 16:12 na 27:39,40 na Gal. 5:19-21

Isaka, Yakobo canke Yosefu yavutse kubwo ubushobozi bw'umuntu ahubwo neza neza kubwo isezerano ry'Imana.[132]
Uwizera wese arafise izi kamere zibiri kandi abwirizwa gutuma mukuru akorera muto: kwiyegurira ivyifuzo vya kamere k'umubiri ku bisabwa mu buzima bushasha bwo muri Kristo.[133]

Mu gice giheze (37-50) c'Itanguriro amasezerano ya ba sogukuruza ntiyasubiwemwo kuri Yosefu: ayiwe yari amasezerano Imana yamuhaye mu ndoto zibiri.[134] Ariko, ni akarorero kaboneka neza ka kera ko kubera umugisha amahanga yose; yabakijije inzara yo mu buryo *bw'umubiri*. Iki kimugira umwe mu bantu ngirakamaro bagereranywa na Kristo, Umutsima w'Ubugingo, ari We yari akwiye gutanga agakiza ku nzara yo mu buryo *bw'impwemu*.[135] Yosefu ni umwe mu bantu bakomeye cane mu gitabu c'Itanguriro.

Igihe yaha umugisha abahungu ba Yosefu, Yakobo yahaye umugisha w'akamaro Efurayimu, umuhungu muto.[136] Yosefu, kubwo guhitamwo, yobaye yarakoze ikosha nk'iryo Isaka yari yashatse gukora ubwa mbere.[137] Ariko Yakobo yaratahuye ingingo y'Imana mu gukorana kwayo n'umuhungu w'isezerano, irya mukuru rikaba rito kurusha irya muto.

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Bigenda gute kenshi, iyo abantu batanguye 'gufasha Imana gushitsa amasezerano yayo' kuri bo?*
2. *Vuga mu ncamake n'imiburiburi ibintu bitanu vy'itandukaniro riri hagati ya Isaka na Ishimayeli.*
3. *Aburahamu na Isaka bagereranywa na … na …*
4. *Ni ibiki abavyeyi b'abahungu b'isezerano bahuriyeko?*
5. *'Mukuru azokorera muto'. Ni iyihe nsiguro nziza y'uwu murongo (vuga ingingo y'Isezerano Risha ibivuga)?*
6. *Yosefu yakijije abantu inzara ……; Yesu yakijije abantu inzara ……*

[132] Gereranya ibi na Yoh. 1:12,14 na 3:3-8
[133] Raba ak. Rom 6; Kol. 3 na Heb. 12
[134] Ita. 37:5-10
[135] Yoh. 6:33-35
[136] Ita. 48:13-20
[137] Gereranya Ita. 27 na 48:17-19

### *Icigwa ca 8: Uburorero bw'Umugambi w'Imana mw'Isi Yose*

Tubwirizwa gushira itandukaniro hagati y'amajambo *kw'isi yose* (*universal* ) no *mw'isi yose (universalistic). Kw'isi yose* nshatse kuvuga *bikoreshwa* (*applicable*) kuri bose, *mw'isi yose* naho nshatse kuvuga *biboneka* (*available*) kuri bose. Rero, iyo tuvuze agakiza k'Imana ntitwovuga ngo ni *kw'isi yose.* Ivyo vyoba bisigura ko umuntu wese yoba yarigeze kubaho yobaye yarakijijwe kandi ko kubwo ivyo ata mwanya uriho wo gucirirwa urubanza, gutsindwa n'urubanza, igihano canke gehinomu. Ico gihe ntaco vyoba bitwaye, nimba umuntu akoze icaha canke atagikoze, nimba imico myiza yo ku rwego rwo hejuru yokurikizwa canke itokurikizwa, nimba umuntu afise inyifato nziza canke mbi. Kubwo ivyo, ntitwosubira na rimwe gukoresha ijambo *kw'isi yose* ku gice c'ikiremwa muntu gusa. Hari *ho* ibintu bishobora gukorerwako kw'isi yose: icaha ni, mu buryo bw'uko (uretse Yesu Kristo) abantu bose bakoze icaha; urupfu ruri kw'isi yose nk'uko igihano kiri.[138] Nta kurobanura bibaho.

Igihe dukoresheje ijambo *mw'isi yose* tuba dushatse kuvuga, mu kuvuga ivyerekeye agakiza, ko *kaboneka* ku bantu bose. Kristo yapfiriye bose: Atanga agakiza kuri bose (iyo ni intumbero yo mw'isi yose) ariko si bose bakemera. Kubwo ivyo agakiza ntigashobora gufatwa nk'ako kw'isi yose nk'inyishu yanyuma. Itanguriro riraduha uburorero indwi:

*Ubwa mbere*, urwanko Imana yashize hagati ya Satani n'ikiremwa muntu[139] ni mw'isi yose, nubwo benshi bahitamwo gushigikira umurwanizi. Umuntu wese *asabwa* gushigikira Imana mu kurwanya umurwanizi, ariko si bose *bavyemera.* Benshi barakunda icaha cabo cane.

*Ubwa kabiri*, gucungurwa *biboneka* mw'isi yose[140] – ariko ntibizokwigera biba kw'isi yose kugira ngo bibemwo bose.

*Ubwa gatatu*, kubera ko isi yavumwe, ko urupfu rwaje ku bantu bose kandi ko icaha cabaye ikintu rusangi[141], ni uburorero bwo *mw'isi yose.* Bikubita bose, bitarobanuye.

---

[138] Rom. 3:23; Heb. 9:27

[139] Ita. 3:14

[140] 3:15

[141] 3:17, 3:19 na 6:5,11,12 & 8:21 neza neza

*Ubwa kane*, isezerano Imana yagiriraniye na *Nowa*[142] ryari iryo *kw'isi yose*: rica rishikanwa kuri *wewe no kuba gukomokako* – harimwo ikiremwa muntu cose na *buri* kinyabuzima cose.[143] Isezerano rivuga ngo 'ibifise umubiri *vyose ntibizosubira* guhonywa n'amazi y'umwuzure namba; *ntihazosubira* kubaho namba umwuzure wo gutikiza *isi'* (indome zikitse) ni *kw'isi yose*: ni isezerano ryo kurekura amazi. Si isezerano ryakoreshejwe kuri bamwe ariko rikareka abandi; ryahawe abanyavyaha co kimwe n'abera. Ikimenyetso c'umunywamazi gisigurwa nk'isezerano ryo *kw'isi yose* ryo kurinda.

*Ubwa gatanu*, mu bice bibiri bikurikira[144] turabona ko amahanga *yose* yari yarasabagiye, dukurikije umugambi wa mbere w'Imana.[145] Uku gusabagira kwari *kw'isi yose* mu buryo bw'uko kwashikiye bose. Mu gihe c'iherezo[146] aho abaserukira amahanga *yose*, imiryango, amoko, n'indimi bazohagarara imbere y'intebe, uku gusabagira kuzoba gukuweho. Ijambo *yose* rero rikwiye gutahurwa kandi mu buryo bwo *mw'isi yose*: nubwo agakiza katanzwe kuri bose, si bose bakakiriye.

*Ubwa gatandatu*, isezerano Imana yagiriraniye na *Aburahamu*[147] ni *mw'isi yose* muri kamere: ririmwo ubwoko *bwose* bwo kw'isi kugira ngo buronke umugisha, ariko neza neza biciye mu ruvyaro rwiwe, bikabandanya biciye muri Isaka,[148] Yakobo,[149] ihanga rya Isirayeli[150] hanyuma ubwa nyuma Yesu Kristo n'umubiri wiwe kw'isi, Ishengero.[151] Turabona ko Imana ikora mu buryo *yiharije*: Yahisemwo umuntu *umwe*, imutezimbere n'abamukomokako mw'ihanga *rimwe,* aho *Umuntu umwe* yazananye, Umubiri *umwe* kw'isi yose uba uravutse. Uku *kwihariza* ntikuzokwigera gushobora kurongorera *mw'isi yose* kuko hazokwama hariho abantu banka guhuza n'Imana gusa, inzira yonyene y'agakiza. Kubwo ivyo, ibizova mw'isezerano rya Aburahamu bizoba *mw'isi yose* muri kamere.

---

142 9:9-17
143 9:9,10-12,15-17
144 10 & 11
145 1:28
146 Ivyah. 5:9 & 7:9
147 Ita. 12:2,3
148 17:19
149 27:29; 28:13-15
150 Kuv. 19:5,6
151 Mat. 28:18-20; Ivyak. 1:8

*Ubwa nyuma*, mu nkuru ya Yosefu muri Egiputa turabona inzara ahantu hose[152] (witondere amajambo yasubiwemwo *vyose* na *cose* mu mirongo yose ine).

Ugushaka indya z'umubiri vyari *kw'isi yose* ariko aho vyava hari *mw'isi yose*: abantu babwirizwa kwifatira ingingo yo kuja kwa Safenati-Paneya,[153] umuntu umwe wenyene bashobora kuronkako intete. Yosefu yari we vyizigiro vyabo gusa. Babwirizwa kumwisunga canke kwicwa n'inzara. Ibi biraba no muri iki gihe mu buryo butari ubwo umubiri. Ugushaka indya zo mu buryo bw'impwemu biri kandi *kw'isi yose* ariko aho biva hari kandi *mw'isi yose* muri kamere nko mu gihe ca Yosefu. Abantu babwirizwa kwifatira ingingo yo kuja kwa Yesu Kristo, umuntu umwe wenyene bashobora kuronkako imbabazi z'ivyaha vyabo no gusubiza hamwe n'Imana. Ni we vyizigiro vyonyene ku kiremwa muntu: nta rindi zina ryatanzwe bashobora gukirizwamwo.[154] Mu ncamake:

*Mw'isi yose (biboneka kuri bose) ni:*

*Urwanko* hagati ya Satani n'ikiremwa muntu;

*Gucungurwa*: birahari, ariko atari kw'isi yose mu buryo bwo gushiramwo bose;

Amahanga *yose*, imiryango, amoko, indimi. Agakiza *gatangwa* kuri bose ariko *ntikakiriwe* na bose;

Abantu *bose* bo kw'isi babwirizwa kuronka umugisha, ariko biciye muri Aburahamu na kuri Kristo gusa;

*Inyishu yonyene* y'inzara: abantu babwirizwa kuja kwa Safenati-Paneya;

*Inyishu yonyene* y'inzara yo mu buryo bw'impwemu: abantu babwirizwa kuja kwa Yesu Kristo.

152 Ita. 41:54-57
153 41:45
154 Yoh. 14:6; Ivyak. 4:12

*Kw'isi yose (bikoreshwa kuri bose) ni:*

*Umuvumo* kw'isi;

*Urupfu*;

*Icaha*;

'Amasezerano ya *ntibizokwongera*', yahawe abanyavyaha n'abera; umunywamazi ni co kimenyetso;

Amahanga *yose* yarasabagiye;

Ugushaka indya z'umubiri n'izo impwemu ni *kw'isi yose*.

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Sigura amajambo kw'isi yose no mw'isi yose.*
2. *Ingaruka zobaye izihe nimba agakiza kari kw'isi yose?*
3. *Ni ibihe bintu bitatu vy'ukuri biri kw'isi yose ku biremwa muntu vyose?*
4. *Tanga uburorero butatu bwo kw'isi yose na butatu bwo mw'isi yose mu gisomwa kiri aho hejuru.*

### *Icigwa ca 9: Iciyumviro c'Amahanga*

Itanguriro 10 ni 'igice c'amahanga' ca mbere muri Bibiliya: ijambo riboneka incuro 5.[155] Iki cigwa gifise uruhara ruboneka, mu kugera ku ndunduro yo mu Vyah. 5:9 & 7:9. Kuva mu ntango Imana yarihishuye nk'Uhoraho w'amahanga yose. Ntishimishwa na bike, kuko ari Yo Yabiremye. Irondera abazimiye kandi itanga agakiza kuri bose. Ntiyigeze ishimishwa n'ihanga rimwe rito hanyuma ngo yibagire ayasigaye. Ishimishwa n'umugwi w'abantu bose kw'isi kandi ishaka ko inkuru nziza yovugwa kugeza ku kanyuma.

Mw'Itanguriro 11 turabona ko amahanga yitandukanije n'Imana mu kwiyunga, nubwo Yari yababwiye gusabagira.[156] Bateguye kwubaka umunara kugira ngo bashikire ijuru, kugira ngo bahiganwe n'Iyisumba Vyose. Imana imenye imigambi yabo mibi hamwe n'inkomezi z'ubumwe bwabo ica iyoberanya indimi zabo, kugira ngo ihagarike iyo nyubako. Abari banse gukwiragira kw'isi ubu rero basabagijwe n'Imana ubwayo, kugira ngo ihangane n'ukwiyongera kutagira urugero kw'ikibi cari kubaho atakabuza. Ibi vyabereye I Babeli kandi bizovugwa neza mu cigwa ca 10.

Ukuyoberanya indimi mw'Itanguriro 11 ntibisigura ko Imana yahevye amahanga. Mw'Itanguriro 12 Yatanguye gushasha na Aburamu, imusezeranya guha umugisha amahanga biciye mw'ihanga rimukomokako. Abantu bo mw'Itanguriro 11 bashatse *kwironkera* izina:[157] barondeye kumenyekana, ariko batari kumwe n'Imana. Aburamu ntiyari arajwe ishinga n'izina; yakoze gusa ivyo Imana yamubwiye gukora hanyuma *Imana* imusezeranya kumugira izina: Yahinduye izina rya Aburamu kuba Aburahamu.[158] Ibi vyamuhaye kumenyekana gushasha hamwe n'igikorwa. Yabwirizwa kuba se w'amahanga menshi kandi w'abizera bose, biciye muri Kristo.[159]

Ivyo amahanga yo mw'Itanguriro 11 atashoboye gushikako kubwo inguvu zabo, Imana yabihaye umuntu umwe kubwo ubuntu bwayo. Mu ruvyaro rwa Aburahamu, biciye muri Kristo, amahanga yose azohurizwa imbere y'intebe

---

155 Ita. 10:4,20,31,32a,32b
156 1:28; 9:1
157 11:4
158 17:5
159 17:4-8; Rom. 4:16 & Gal. 3:16,19,29 neza neza

y'Imana, kandi kera cane imbere y'ivyo, hazoba habayeho ukugarukana ururimi rw'Imana.[160] Uburimbi bumwe bumwe bwo mw'Itanguriro 11 bwarakuweho mu Vyakozwe n'intumwa 2; kugerageza kw'ubukonikoni bw'amahanga mu gushikira ubumwe batari kumwe n'Imana ntaco vyabashikanyeko. Ariko, ukwizera kw'umuntu umwe kwemereye Imana gushitsa intumbero yayo: kubahuriza muri yo biciye muri Kristo.

Mw'Itanguriro 16 & 21 turabona amahanga abiri akomoka kuri *Aburahamu*: uruvyaro rw'umuhungu mukuru Ishimayeli, yavutse ku ncoreke, hamwe n'urwo umuhererezi Isaka, yavutse ku mugore yidegemvya. Imana yari yagize amasezerano n'uwanyuma. Uwa mbere ntiyigeze ahuza na bo ahubwo yaragararije (nk'uko nyina wiwe Hagari yabikoze) hanyuma bava mu kibanza c'amasezerano y'Imana. Iyo bakunda Imana, bari kwumvira umuntu yatoranijwe n'Imana, ariko baratandukanye mu nyifato, mu ngingo z'ubuzima n'imico kera cane imbere yuko ugutandukana mu buryo bw'umubiri kuba. Bompi bazosubira bahure, ariko kugeza igihe Kristo azoba yasambuye uruhome rw'urwanko[161] kandi bompi bakamwumvira. Ni muri Kristo gusa aho amoko yankana n'amahanga ashobora gusubiza hamwe, mu gihe bompi bamenye icaha cabo n'uko bakeneye imbabazi ziwe. Impome hagati y'abantu, amoko n'amahanga birashika aho impande zatandukanye zemera ikimazi ca Kristo.

*Loti,* na we, yavuye mu mugisha w'amahema ya Aburahamu, kugira ngo aje kubaho ubuzima butunze muri Sodomu itubaha Imana. Petero yita Loti umuntu 'yababaje umutima wiwe ugororotse' kubwo ibikorwa vy'ubugarariji yabonye.[162] Loti agereranywa n'Abakristo bashira ubutunzi bw'umubiri hejuru y'imigenderanire yabo n'Imana. Iyaba imigenderanire yiwe na Yo ryari ryo shaka ry'ubuzima bwiwe, ntiyari kwiyumvira kuba muri Sodomu, ariko ahubwo yari kuba yashimishijwe n'ubutunzi buke. Ingaruka za Loti muri Sodomu ntizari nto cane ku buryo atazihanganiye gushika aho ahunga. Ugushaka amaronko kwiwe kwatumye atakaza ivyo yari atunze n'umugore wiwe. Kwari ukuriha igiciro kinini cane kuva mu kibanza c'imigisha. Ikintu kibi cane cabaye igihe abakobwa biwe babiri baboreza se wabo bakamutera kuryamana na bo.[163] Ubwo Loti yobaye yaraborewe vyoroshe mu maso ya

[160] Ivyak. 2:8-11
[161] Efes. 2:14
[162] 2 Pet. 2:8
[163] Ita. 18:30-38

Aburahamu? Abo bakobwa bigiye he izo nzira zabo mbi? Kandi rero Loti yavyaye amahanga abiri, Abanyamowabu n'Abamoni – ari bo bahavuye bateza ibibazo abakomoka kuri Aburahamu mu nyuma.

Turabona kandi amahanga abiri akomoka kuri *Isaka* na Rebeka:[164] Abanyedomu bavuye kuri Esawu n'Abisirayeli bavuye kuri Yakobo. Aya mahasa yari atandukanye cane ku buryo atahuza. Hashobora kubaho agakiza kubakomoka ku muhungu mukuru, mu gihe bajanye n'uburongozi bw'Imana bwo gukorera abo ku muhererezi. Ariko, uruvyaro rwa Esawu rwabujije intumbero y'Imana muri kahise kose,[165] nk'uko Esawu ubwiwe yabikoze. Bompi bategerezwa gutandukana. Inyuma yaho Esawu akengereye ivyo kuba samuragwa[166] agahitamwo ubuzima bwa kamere k'ibinezereza vy'igihe gito kuruta amasezerano y'Imana, yarikomantaje mu gutora abagore babiri b'Abanyakanani.[167] Kandi rero yaravyaye ubwoko butubaha Imana bwahavuye mu nyuma bubabaza Isirayeli incuro nyinshi.[168]

Ubwa nyuma, turabona ko amahanga yose yari afise ikibazo kimwe, inzara.[169] Hari hariho inyishu imwe gusa: kuja ku mukiza w'igihugu muri Egiputa, Yosefu, yari yaratumwe imbere.[170] Muri iki gihe turabona ko amahanga yose na yo afise ikibazo kimwe, icaha. Kubwo iki kibazo nyene, hariho inyishu imwe gusa: kuja ku mukiza w'isi, Yesu Kristo.

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Ni ikihe gice ca Bibiliya kigize intango n'iherezo y'icigwa nyamukuru c'Amahanga? (Koresha Itanguriro n'Ivyahishuriwe Yohana)*
2. *Kubera iki Imana yategerezwa kuyoberanya indimi mw'Itanguriro 11?*
3. *Ni gute Imana yerekanye ko itigeze iheba amahanga?*
4. *Sigura ihuriro riri hagati y'Itanguriro 11 n'Ivyakozwe n'intumwa 2.*
5. *Ni ayahe mahanga abiri yakomotse kuri Aburahamu, ni ayahe abiri yakomotse kuri Loti n'ayandi abiri yakomotse kuri Isaka?*
6. *Ni ubuhe bujuju bwa Ishimayeli, Loti na Esawu neza neza?*

---

164 Igice ca 25
165 Raba ak. Guh. 20:14-20
166 Ita. 25:34
167 9:25; 10:15
168 Raba ak. Obad. 1-14 & Mal. 1:2-5
169 Ita. 41:54-57
170 Zab.105:17

## *Icigwa ca 10: Ingingo y'I Babeli – Kuva mu Kibano gushika ku Mikorere*

Mw'Itanguriro 10 turasoma ubwa mbere ivya Babeli. Abahungu ba Hamu baravugwa, na Kushi arimwo. Igihe abahungu ba Kushi bahejeje kuvugwa, ntitubonamwo Nimurodi ariko Kushi yitwa se wa Nimurodi.[171] 'Data' rirashobora kandi gusigura: 'sogokuruza', canke 'uwatanguje'.[172] Ibi birashobora kuba vyumvikana.[173] Babuloni, canke Shinari, vyari bimwe mu bigo vya mbere vy'ubwami Nimurodi yatanguje. Ninewe na co nyene gifise imizi kuri Nimurodi: yubatse uyu murwa mukuru wa Ashuri mu nyuma. Muri kahise kose ka Bibiliya izi nkomezi zompi zahungabanije ubwoko bw'Imana incuro nyinshi.[174]
Uwundi akomoka kuri Hamu yari Misirayimu (Egiputa) uwo Abafilisitiya bakomokako. Ubwo bwoko bwompi bwabana na Isirayeli mu rwanko rudahera.[175]

Iyo turavye ubwoko bukomoka kuri Kanani, turabona umugwi ukomeye wategerezwa kwirukanwa mu gihugu Imana yari yasezeraniye Aburahamu.[176] Umuvumo wo kuri Kanani wazananye muri iyi migwi y'amoko indwi, inyuma y'imyaka ibihumbi ndetse no mu myaka yakurikiye igihe Isirayeli itanguriye kubacecekesha kubwo ububi bwabo bukomeye.[177]

Abantu baribaza uburyo Imana nyen'Imbabazi yashoboye kwemerera umugwi umwe w'abantu kwirukana iyindi indwi mu gihugu cabo, igatsindwa kandi rimwe na rimwe no kwicwa.[178] Ariko mbega ni mu *buhe* buryo Imana yari ikwiye kugira imbabazi, mu kwihanganira ubwoko bwibera mu gusenga birenze ibigirwamana, ubusambanyi n'ugufata ku nguvu mu myaka ibihumbi, ata gihano? Ingero y'icaha ni urupfu[179] – itegeko ritakurikizwa ku

---

[171] Ita. 10:6-8
[172] Raba inyandiko zo hasi y'urupapuro ku gice ca 10:8
[173] Ak. 10:7,10,11
[174] Mu bihe vy'Abanya Ashuri (1274-609 IMB.KR) n'Abanya Babuloni (626-539 IMB.KR)
[175] Mu gihe c'ubuja bwa Isirayeli muri Egiputa (1850-1450 IMB.KR) n'ukuganza kwa Filipistino (1220-1010 IMB.KR)
[176] Ita. 10:15; Kuv. 3:17; Gus. 7:1
[177] Gus. 9:4b. Umuvumo , wavuzwe mu 2456 IMB.KR, washitse kuva mu 1407 IMB.KR no kubandanya
[178] Ariko, ibi ntivyagumye biba , Raba ak. Abac. 1
[179] Rom. 6:23a

Banyakanani ariko mu nyuma no kuri Isirayeli na ho, igihe *binjira* mu gusenga ibigirwamana. Ingingo nk'iyi irakoreshwa muri iki gihe. Imana yiteze ko tuyikorera uko ishaka kandi ntihagire izindi mana tuyibangikanya. Kutumvira ivyo Isaba bigororotse bizana urupfu!

Ubu rero, inyuma y'uru rugendo ruto, tugaruka kwa Nimurodi. Bibiliya imwita 'umuhigi w'agahebuza imbere y'Uhoraho' – bitahurwa nk'imbere y'inyonga z'Uhoraho' ariko atari nka 'kumwe n'icemezo c'Uhoraho'. Ahubwo: Nimurodi yari umuhigi w'imitima y'abantu, yahigira guhimbaza. Yazananye mu murongo w'abantu bari bahisemwo inzira yabo aho kuba iy'Imana kandi yabandanije ukuzimira kwabo muba bakomokako. Uyu 'muhigi w'agahebuza' atwibutsa umwidondoro Yesu yatanze kuri Satani, ko ari we yiba, yica, kandi atikiza.[180]

Fawcett avuga ati: 'Nimurodi, azwi kandi kw'izina rya Tamuzi … hamwe n'umugore wiwe Semiranusi batanguje … idini rya Babuloni. Igihe ubwami bwa Babuloni bwatsinda isi, idini rya gipagani rya Nimurodi ryarakwiragiye kandi ryaremewe na benshi. Ibintu vyaryo birashobora kuba bikiboneka mu madini atari ayo Abakristo muri iki gihe. Inyuma y'urupfu rwa Nimurodi yaciye yitwa Tamuzi imana y'umwungere, imana y'uruvyaro. Uguhimbaza kwiwe kwarimwo imisi mikuru y'ubusambanyi burenze aho buri mugore yabwirizwa kubujamwo … Umugore wiwe Semiranusi na we yarasengwa nk'imana y'ingore.' Arabandanya asigura ibikorwa n'ibimenyetso bitari bike vy'iryo dini kandi akavuga ko 'Egiputa yari yihaye rwose gusenga ivya gipagani, bisunze ivy'idini rya Babuloni, mu bihe vy'ubuja bwa Isirayeli hariya. Ubuja bwabo bwari ubw'umubiri n'ubwo impwemu kuko bahisemwo inzira n'idini vy'ubwo bwami bwa gipagani.'[181]

Mw'Itanguriro 11, inyuma gato y'igihe ca Nimurodi, abantu bose bari bagifise ururimi rumwe, umuco umwe, ugutahura ivy'isi kumwe hamwe n'imikorere imwe vyabafasha mu kuronderera hamwe ubumwe budasanzwe. Ubumwe nk'ubwo ku kibi nta nkeka ko bwobaye bwarazanye urundi rubanza imbere ya Mesiya. Kuba Imana yarabasabagije imbere yuko kwononekara bishobora gushika kure, cari igikorwa c'ubuntu kurusha ico guhanwa. Ubumwe mu vyiza bushobora gushikwako gusa n'abari muri

[180] Yoh. 10:10

[181] J.R. Fawcett, *Feasts of the Lord*, Ikigo c'I Heburoni, Afrika y'Epfo, 1993:7-10

Kristo.[182] Intambamyi z'ururimi zo mw'Itanguriro 11, aho ibiganiro vy'Imana-muntu vyahungabana, vyagarukanywe mu Vyakozwe n'intumwa 2. Ikinezereye, ijambo 'Babeli' mugi Heburayo risigura 'kuyoberanya' (balal), ariko muki Babuloni risigura 'irembo ku mana' (bab-ili). Uku kuri kurakoreshwa no muri iki gihe: ivyo Abanyamahanga mu madini yabo babona nk'irembo ry'ijuru mu vy'ukuri ni inzira y'ukwitiranya ibintu.

Inyuma yo kubuza ugufatanya kw'abantu batubaha Imana, Imana ica itangura gutegura ikiremwa muntu cubaha Imana mu guhamagara Aburamu n'amasezerano menshi menshi.[183] Aburamu yakomoka I Kaludaya, irindi zina rya Babuloni. Mu kuva mu gisagara c'iwabo, yabaye ingenzi ivuye mu mahanga yerekeza mu Gihugu c'Isezerano. Mu nyuma, abantu biwe bava muri Egiputa berekeza mu gihugu kimwe. Inyuma y'ibinjana abantu baragiye mu buhungiro I Babuloni kubera ivyaha vyabo. Igihe bavuyeyo haheze imyaka 70, uburyo bahanuye ku bihe vy'iherezo vy'Ishengero, ari nakwo baterwa intege zo kuva I Babuloni,[184] ico gihe bobaye barateye intambwe baja mu bwami bw'idini rigwanya Abakristo kw'isi yose.

Ingingo za gipagani za Nimurodi zazimije imiryango hanyuma iba akarorero mu mikorere yo gusenga ibigirwamana, igwanya Abakristo itubaha Imana. Iyi mikorere yahungabanije ubwoko bw'Imana mu binjana vyinshi kandi izobandanya ikora uko gushika aho izosamburirwa igihe iki gihe turimwo kizoherera.[185]

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Ni nde yatanguje Babeli na Ninewe?*
2. *Sigura ijambo 'umuhigi w'agahebuza imbere y'Uhoraho'.*
3. *Haciyemwo imyaka ingahe hagati y'umuvumo Nowa yabonye kuri Kanani hamwe n'intango yo gushika kwawo mu rubanza?*
4. *Sigura insiguro y'ijambo ryo mugi Heburayo 'balal' n'ijambo ryo muki Babuloni 'bab-ili'.*
5. *Ni izihe ngaruka za nyuma z'umuryango wa mbere washinzwe mw'Itanguriro 10? (Iyumvire ku gitabu c'Ivyahishuriwe Yohana)*

[182] Yoh. 17:21-23
[183] Ita. 12:2-3
[184] Ivyah. 18:4
[185] Ibice vya 17 & 18

## *Icigwa ca 11: Gutakaza Agakiza Bisigura Urubanza*

Iki cigwa nyamukuru ni ingingo y'ivyo impwemu: vyari ukuri mu gihe c'Itanguriro nk'uko biri muri iki gihe. Ijambo 'guca urubanza' risigura 'gutandukanya imigwi ibiri, impande, canke ibibanza'. Muki Giriki ijambo *κρισεις (kriseis)* rirakoreshwa, aho ijambo ryacu 'ihungabana (crisis)' rikomoka. Ihungabana risigura: 'kuva mu gihe kimwe (ikibanza canke igihe) ukaja mu kindi'. Mu yandi majambo: ni igihe mw'ihungabana urenze igishimaryango, ugasiga ibintu inyuma hanyuma ukinjira mu bindi.

Igikorwa cacu mw'ijanabutumwa ni ukumenyesha agakiza no kumenyesha abantu ingaruka z'ivyo bahisemwo – kwemerwa canke kwankwa. Bashobora kureka ivyaha vyabo bagasubiza hamwe n'Imana, canke bakavyigumizako bakaguma batandukanye na Yo.[186] Kuvuga Ubutumwa Bwiza ata nkeka biriko birazana abantu mw'ihungabana: bikabavana mu gishimaryango c'urupfu bikabajana mu buzima kandi bikabatera intege zo gutera iyo ntambwe. Umuntu wese yisanga muri iryo hungabana, yaba abizi canke atabizi. Ni igikorwa cacu kubimenyekanisha. Ni yo mpamvu Yesu yaturungitse mu mahanga yose.[187] Si uguhitamwo, nk'uko umenga turafise uguhitamwo; ni *igikorwa cibuta*. Turabona uburorero umunani mw'Itanguriro:

Mw'Itanguriro 3 *Adamu na Eva* baraburiwe kutarya ku giti kimenyekanisha iciza n'ikibi. Barabwiwe ko ingaruka zizoba ari urupfu ata kabuza. Ubutumwa bwo ku muryango wa mbere bwari butandukanye n'ubwo abantu bo mu nyuma: 'Ubu rero ufise umutekano, ariko kugira ngo ugume utekanye, ntuze wigere urya kuri kirya giti.' Mu nyuma ubutumwa bwarahindutse: 'Warapfuye mu buryo bw'impwemu. Kiretse ni wemera agakiza k'Imana, uzoguma warapfuye kandi warazimiye ibihe vyose.'

*Akandi* karorero tukabona mw'Itanguriro 4. *Kayini* yaburiwe gutsinda icaha cariko kiramugerageza. Ntiyigeze yumva, akora icaha, yanka kwihana kandi akomantaza umutima wiwe. Ava mu nyonga z'Uhoraho.[188] Aca aba rero uwatanguje uruvyaro rw'abamukomokako batubaha Imana. Guhitamwo nk'uko gufise ingaruka zidahera. Ntituzi nimba Kayini yarumvise ijwi

186 Yes. 59:1,2
187 Mat. 28:18-20 & Ivyak. 1:8
188 Ita. 4:16

ry'Imana mu buryo bw'umubiri, ariko ivyo ntaco bitwaye: umuntu wese arashobora 'kwumva ijwi ry'Imana biciye mu mutimanama wiwe. Ni yo mpamvu Pawulo yanditse ko umuntu ata citwazo afise cotuma abandanya gukora icaha.[189]

Mu *karorero ka Nowa* turabona ko urunganwe rwose rwari rwarataye inzira y'Imana[190] kandi rwaraburiwe ku vyerekeye icago kizoza kw'isi yose nk'igihano c'ivyaha vyabo. Nta n'umwe kiretse umuryango wa Nowa wizera kandi abandi bose barapfuye rubi. Igihe c'ubuntu cari kimaze nk'ikinjana[191] aho abantu bashobora kwiyumvira ku butumwa bwa Nowa hanyuma bakihana. Imana yagize imbabazi nyinshi mu kurindira igihe kirekire. Urunganwe rwa Nowa rwobaye rwarihanye iyo Irindira akandi gato? Si ko biri!

Akarorero *ka kane* kaboneka mw'Itanguriro 11. *Abantu* bo mw'isi bagwanije ubugombe bw'Imana kuri bo (ni ukuvuga gusabagira), Imana rero ica ivyivangamwo n'igihano co mu kibano cane kurusha icago: ukuyoberanywa kw'indimi vyabateye gukwiragira kw'isi.

Akarorero keza ni *aka gatanu,* mw'Itanguriro 18 & 19: inkuru y'ugukomvomvorwa kwa *Sodomu na Gomora.* Imana yagomvye kumenyesha umugenzi wayo Aburahamu ivyo Yari igiye gukora.[192] Yo, Iteba kuraka,[193] yarondeye kubanza kumenya nimba Abisodomu barakoze ivyaha nk'uko Yari yavyumvise. Hanyuma Ica Ihishurira imigambi yayo y'igihano Aburahamu kandi Iranamwemerera gusabira ibisagara. Imana yarengeye urugezo rw'ubuntu bwayo kugira ngo yubahe ibisabo vya Aburahamu.[194]

Nta na rimwe Imana yigeze yerekana icubahiro nk'ico ku bantu, yifuza gufatanya kwabo n'ibikorwa vyayo. Ishaka guhezagira, atari ugusambura, kandi kubwo ivyo itera intege 'abarinzi' bayo gusabira amahanga. Igihe twemeye uko guterwa intege turashobora kubandanya dukiza abantu gucirwa urubanza. Kandi nubwo Imana yahejeje igihano cayo mu gihe hari

189 Rom. 1:18-20
190 Ita. 6:5,11-13
191 Gereranya 5:32 na 7:11
192 18:17
193 Yes. 48:9
194 Ita. 18:20,21,32

abantu bane gusa – benshi canke bake – abagororotsi babonetse, yarabahaye agakiza. N'igihe ibihano bimeze nk'ibiza bibangamiye isi, turashobora kwizera tudakekeranya ko Imana itagira uwo irenganya.

Akarorero *ka gatandatu* tukabona mw'Itanguriro 21. *Ishimayeli* asuzugura Isaka, nk'uko nyina wiwe yari yakengereye Sara.[195] Baciye birukanwa mu nzu ya Aburahamu.

Ntivyigeze bihinduka mu bihe vyose kandi ntibizoba no mu gihe c'iherezo: igihe abahungu ba Ishimayeli basuzuguye abahungu ba Isaka, bazocirirwa urubanza. Wibuke ko Itanguriro ari igitabu c'intango, aho ingingo zashinzwe zikoreshwa muri kahise kose k'umuntu.

Akarorero *k'indwi* tukabona mu buzima bwa *Esawu*. Urwanko kuri murumuna we Yakobo, umwana w'isezerano, rwaheze neza haheze igihe kirekire baratandukanye,[196] ariko kandi rwarabandanije mu gihe c'ubuzima bwabo kandi rwaragize ingaruka ku buzima bwabo. Ingingo Esawu yari yarubatse mu buzima bwiwe ntizigeze zinezera Imana kandi na we nyene yateguriye inzira abamukomokako. Akenshi mu nkuru za Isirayeli abakomoka kuri Esawu bahaye ibihe bitoroshe abakomoka kuri Yakobo[197] nubwo batashobora kubanesha burundu.

*Ubwa nyuma*, mw'Itanguriro 39-47 tuhabona *inzara* kw'isi yose. Bibiliya *ntiyerekana* neza ko cari igihano, ariko ntivyodutangaza iyo turavye ibigirwamana vyo muri Egiputa.[198] Ariko, igihe igihano gikenewe, Imana yama itanga inzira y'agakiza.[199] Mu nyuma turabona kenshi ko inzara yari ibihano ku vyaha vyinshi vy'abantu, ak. mu Bacamanza na Rusi.[200] Ibi ntivyari impanuka. Abantu gusa bagiye muri Egiputa ni bo bungukiye ku vyo Yosefu yari afise kandi nta nzara bahuye na yo. Abandi bose barapfuye rubi, kuko batigeze bamenya canke ngo bizere ko muri Egiputa hariyo indya. Bashobora kuba bariyumviriye ko bari gushobora kwigwanako

[195] 21:9 & 16:4 neza neza
[196] Igice ca 33
[197] Ak. 2 Abami 8:20-22
[198] Raba igice ca 3/1 'Mose & Farawo'
[199] Zab. 105:16-22
[200] Gereranya Abac. 21:25 na Rusi 1:1; ubone uburyo ivya mbere vyakweze ivya nyuma

badafise Yosefu, canke ko batobangamiwe bidasanzwe. Bameze nk'abandi bose muri iki gihe, biyumvira ko bashobora gukira badafise Yesu.

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Sigura ijambo 'ihungabana, kandi mu nsiguro y'ijanabutumwa.*
2. *Sigura impamvu igihano caje kuri Kayini kandi no ku runganwe rwa Nowa.*
3. *Ni iyihe kamere y'igihano' c'Imana mw'Itanguriro 11?*
4. *Igihe Imana ishaka gushitsa igihano, ishaka ko abera bayo baca bakora iki? (Iyumvire kuri Aburahamu na Mose)*

## *Icigwa ca 12: Inkuru z'Abavukana*

Mw'Itanguriro *4* turabona ko Abeli yahisemwo gukurikira inzira n'ingingo z'Imana ariko Kayini ntiyabikoze. Yakoze icaha aca ava mu nyonga z'Imana.[201] Uguhitamwo, vyakorewe kw'isi, ntibihinduka igihe umuntu apfuye. Lewis yarerekanye neza iyi ngingo.[202] Uguhitamwo kwo mw'isi kurafise ingaruka zidahera.

Mw'Itanguriro *9* dusoma ivyerekeye icaha ca Hamu, ariko si ukwihana, kandi rero yazaniye umuvumo abamukomokako. Inyuma y'imyaka igihumbi, abantu indwi bamukomokako barirukanywe mu gihugu Imana yasezeraniye Aburahamu. Umengo biboneka nk'uko abakomoka kuri Hamu bose bagenewe umuvumo, ariko si ko biri. Imana ni nziza, buri gihe Iguma Irondera uwo Ishobora gukiza. Abantu bamwe barakijijwe: iyumvire uburyo Rahabu yinjiye muri Isirayeli. Uwundi yari Rusi, akomoka I Mowabu, yakijijwe kubwo ivyo yatuye. Aba bagore bompi baboneka mu mamuko ya Yesu.[203] Abanyamahanga bakijijwe bangana n'abavutse ari Abisirayeli. Amategeko y'Imana yakingira abanyamahanga hagati ya Isirayeli.

*Itanguriro 13 & 19* havuga kuri Aburahamu na Loti, abavukana mu kwizera. Ugushaka amaronko kwa Loti mu butunzi kwaramugwishije. Yasize umuntu w'amasezerano, Aburahamu, n'umugisha. Yahatswe kubura ibintu vyose: ubutunzi, umugore wiwe, ubunyankamugayo bwiwe, ariko gusa yarakijijwe. Loti yari yaraburiwe:[204] yajanywe ari imbohe n'abami bagwanye na Sodomu. Aburahamu yakoze igikorwa co gutabara: yagarukanye Loti aho (Loti) yari yahisemwo kuba.

Iyaba gusa Loti yaramenye ukuburirwa n'Imana muri iki gihano catanguye, yari gushobora kubwira ijambo ry'Imana bagenzi biwe, canke, iyo batari kwihana, yari kuba yaragiye. Uruhombo rwiwe rero ntirwari kuba runini nk'uko vyari bimeze igihe ibisagara vyasenyurwa mu nyuma. Iyi ngingo iracakoreshwa muri iki gihe, ku giti c'umuntu no muri rusangi. Reka twibuke

201 Ita. 4:16
202 C.S. Lewis, *The Great Divorce*, 1946
203 Yos. 2; 6:17,22-25; Rusi 1:16,17; Mat. 1:5
204 Ita. 14

ukuboko kw'Imana gukosora mu buzima bwacu no mu mahanga, kandi gukora kugira ngo ntihagire ikintu kibi kibaho.[205]

Ingaruka zo gusambana kwa Loti, zatumye havuka Mowabu na Benami, ba sekuruza b'Abanyamowabu n'Abamoni, bari bakomeye cane. Ubwo bwoko bwompi bwarahohoteye Isirayeli incuro nyinshi mu binjana vyakurikiye. Ntivyari kuba, iyo Loti agumana na Aburahamu. Uguhitamwo kw'umuntu umwe gushobora kugira ingaruka zikomeye ku mahanga.[206]

Ishimayeli *(Ita. 16 & 21)* ntiyagumanye na murumuna we basangiye se, umuhungu w'isezerano, Isaka; co kimwe na nyina. Hagari yaragararije hanyuma umuhungu wiwe. Kubwo iyo mvo babwirizwa kwirukanwa. Iyo bemera guca bugufi, bari guhava basangira umugisha. Ukugarariza bijana k'ugutandukana. Imana yabahanye kubwo inyifato y'umutima wabo kuri Sara na Isaka. Hatabayeho ukwihana ntihababaho ugusubiza hamwe.

Muri iki gihe twari dukwiye gusengera *ihinduka* ry'aba Ishimayeli (Abarabu), abenshi muri bo ari aba Isilamu. Ugutandukana kwa Ishimayeli na Isaka bisa nk'ivyo ku bakurukira Kristo n'abatarizera.[207] Abadahindukiriye Yesu nta gakiza kuri bo. Ukwankana kuri hagati y'aba Isilamu, Abayuda n'Abakristo kw'isi ntigukwiye kubandanya mu bihe biza. Aba Ishimayeli bakwiye kwisunga inzira y'Imana y'agakiza muri Kristo. Atari uko babandanya gutandukana n'Imana.

Ibi biraraba n'Abayuda na bo. Baba aba Isilamu canke Abayuda nta n'umwe akwiye gupfa rubi. Agakiza baragahawe. Ariko ni nde azoja mu bihugu vyabo kubabwira? Turabona urwanko mu bibanza vyinshi, aho aba Isilamu bahama Abakristo co kimwe n'Abayuda. Yesu wenyene ni we ashobora gusambura urwo rwanko, kandi *ni vyo Yapfiriye gukora!* Yesu ni Umuvukanyi nyakuri yatanze ubuzima bwiwe, kugira ngo bose bashobore gusubiza hamwe n'Imana hamwe no hagati muri bo. Yesu Kristo wenyene ni we ashobora gukora ivyo Abanyapalesitina b'Abayuda mu mwumvikano w'amahoro batokwigera bakora.[208]

---

[205] Gereranya ak. Yoh. 5:14
[206] Ita. 19; Raba ak. Guh. 22-25; 1 Sam. 11; Ezk. 22:30
[207] Gal. 4:21-31
[208] Ita. 25:18; Efes. 2:11-18

Yaba Yakobo canke Esawu *(Ita. 25 & 27-33)* nta n'umwe yari uwera; bompi bari bakeneye agakiza. Iyo bariko baraja, vyagengwa n'uguhitamwo hamwe n'inyifato, ntivyari ivyo Imana yategekanije.

*Esawu* agereranywa na kamere, twokwita ivya Gikristo, ni ukuvuga kutavuka ubwa kabiri: yarakengereye ivyo kuba samuragwa. Yanse gukurikiza ingingo z'abavyeyi biwe[209] aca arongora abagore b'Abanyakanani. Agaragaza uburyo bwa Gikristo butagamburukira Kristo (bigereranywa na Isaka) canke Ishengero ryiwe (bigereranywa na Rebeka). Ivya Gikristo vya Esawu bishiraho amategeko yavyo, bigenda mu nzira zavyo, ari vyo bingana no kudahuza n'inzira y'agakiza.

*Yakobo* agaragaza uburyo bwa Gikristo bwabanje gutandukana gato n'ubwa murumuna we, ariko kuri we hagumyeho amasezerano kandi ni we ukwizera kwiwe kwahavuye gukura inyuma yaho Imana imuteguye neza. Umukuru yabwirizwa gukorera (kugamburukira) umuto. Iyo Esawu yumvira ijambo ry'Imana, na we yobaye yarahawe umugisha, ariko ntiyavyitayeho kandi yiyumvira ku vyo ubuzima bwo mw'isi gusa.[210] Yanse kugamburuka haca haza ugutandukana.

Turabona ko kuvuka bisanzwe bidatanga umugabane wo mu vy'impwemu; amasezerano gusa ni yo abikora. Nta n'umwe ashobora gusaba ivyo kuba samuragwa mu vy'impwemu yisunze ukuvuka gusanzwe, ak. mu muryango wa Gikristo, ishengero canke umugenzo. Imana nta buzukuru ifise. Umuntu aba umwana w'Imana gusa kubwo kuvuka ubwa kabiri. Kubwo ivyo, umukuru ntiyigeze aragwa amasezerano ariko umuto yararazwe. Mu buryo bw'impwemu, 'ubuzima bwacu buto' gusa, kumenyekana gushasha muri Kristo, biduha ubuzima budashira. Ubuzima bwacu bwa kera ntibushobora guhimbara Imana. Idini rya Esawu ntirizobona Ubwami bw'Imana.[211]

Gutandukana kwa Yosefu na bene se *(Ita. 37-47)* vyerekana uwigeze ku ntebe y'ubwami agakiza igihugu, mu gihe abandi bo batabikoze. Abo bandi bari bakeneye gukizwa kandi ntibigeze batwara, nubwo umwe wese yatanguje umuryango, witiririrwa izina ryiwe.

---

[209] Ita. 26:34,35; 27:46; 28:6-8
[210] 32:22-32; 25:23,27,32,34b; 27:40
[211] Yoh. 1:12,13; 3:3,5-7; Rom. 8:8

Mw'Itanguriro *42 - 45* Yosefu yimenyekanishije kuri bene se. Twibuke amajambo ya Zekariya: abavukana baririra uwo bibaza ko bishe,[212] nk'uko umusi umwe Abayuda bazoririra Yesu, bamumenye agarutse.

Yosefu yabwiye bene se kuzana umuhererezi wabo; atari uko ntibari gusubira kumubona ukundi. Yesu yatubwiye uko nyene: 'Ariko Ubutumwa Bwiza … buzobanza kuvugwa mw'isi yose … *hanyuma* umuhero uce uza'.[213] Umuhero ntuzoza, niyagaruka, gushika aho imiryango yose kw'isi izoba yumvise Ubutumwa Bwiza. Ntituzosubira kumubona kiretse tuzanye umuhererezi.

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Sigura impamvu habaye ugutandukana hagati ya Kayini & Abeli*
2. *Sigura ingaruka zidasanzwe z'icaha ca Hamu*
3. *Sigura impamvu habaye ugutandukana hagati ya Aburahamu & Loti*
4. *Sigura impamvu Hagari & Ishimayeli birukanywe mu muryango wa Aburahamu*
5. *Sigura ukugereranya mu muryango wa Isaka (Isaka, Rebeka, Esawu & Yakobo)*
6. *Sigura uburyo itumwako rya Benyamini na Yosefu ryatumye yimenyekanisha kuri bene se, bigereranywa n'ukugaruka kwa Kristo*

[212] Ita. 45:3,4,14,15; Zek. 12:10b

[213] Gereranya Ita. 44:23 na Mat. 24:14 (indome zikitse)

# Igice ca II

## Umwihwezo w'Ijanabutumwa

*Intangamarara*

Muri iki gice turabandanya aho igitabu c'Itanguriro cinjirira mu gitabu co Kuvayo. Kubwo ivyo, umuntu avugwa cane muri iki gitabu, Mose, ni we cigwa co mu vya mbere vyo muri iyi myihwezo itandatu. Aragaruka kandi mu bice bibiri bikurikira.

Umwihwezo *wa kabiri* uvuga ku gitabu ca Rusi. Hano twiga akamaro k'Abanyamahanga – mbere abagore! – mu mamuko ya Kristo.

Muri *Zaburi* turafise icemezo ciza cerekana ko Imana ari Imana y'amahanga, mu bihe vy'Isezerano rya Kera, aho benshi bari bayizi gusa nk'Imana ya Isirayeli.

Abantu bake bashobora kuba barabonye ko ivyigwa bidasanzwe ku bajanabutumwa bashobora kubisanga mu gitabu c'Umusiguzi. Ico ni icigwa c'umwihwezo wacu *wa kane*.

Uwuvugwa muri co ni Yona, aho mu gitabu ciwe ivyigwa vyo guca bugufi bishobora kwigwa. Nimba wari warakekeranije ko ijanabutumwa ndenga mico ryabaye mw'Isezerano rya Kera, ngaka akarorero.

Kandi ntikabaye kamwe gusa: haheze imyaka ibihumbi 2½, Imana yadushikirije uburyo bugaragara bw'inyigisho z'ijanabutumwa ndenga mico, igihe yaduha inkuru ya Daniyeli na bagenzi biwe!

### *1. Mose, Uwatumwe Akomeye Cane*

Igitabu co Kuvayo[214] kivuga ivy'Abisirayeli, ukuntu babaye abaja b'Abanyegiputa, igihe bagira bave muri Egiputa. Imana yababohoje ibimenyetso n'ibitangaza. Iyi nkuru yavuga ku bwoko bwatotejwe mu myaka yose, ariko kandi bwarahohotewe. Uguhohoterwa kwabonetse nk'uburyo bwo kubohorwa. Ubuzima bwa Mose burahakana iyi nsiguro.

Guhamwa bijana ku gukura,[215] ku giti c'umuntu, muri rusangi, mu vyiza canke mu vyinshi. Kwari ukuri ko Abisirayeli nk'uko bimeze mw'Ishengero ryo muri iki gihe: turabona ugukura kwa cane kw'ishengero ak. mu Bushinwa na Sudani. Nk'uko vy'ukuri Imana yakuye ubwoko bwayo muri Egiputa, ni ko Ibikora ku bantu bayo batotejwe muri iki gihe. Bishobora gufata igihe kirekire kurusha uko twavyifuza ariko Izoca urubanza uko ibishatse kandi mu gihe cayo, mu kwirengagiza ba Mose b'amanyama, bagendana ibigwanisho. Ikora mu mpwemu ya Yesu, yaje gukiza, atari ugutikiza.[216]

Ubuja bwo muri Egiputa ni ishusho y'isi, igengwa n'umurwanizi n'abadayimoni, ari bo bama biteguye kwiba, kwica no gutikiza.[217] Mose, umukiza wa Isirayeli, yavukiye hagati mu bwoko bwiwe, nka Yesu, umukiza w'isi, yavukiye mu bwoko bwiwe. Ukugeragezwa kw'ubuzima bwa Mose vyakozwe nk'uko vyagenze kuri Yesu, igihe Herode yica abana b'I Betelehemu. Yosefu na Mariya bahungiye muri Egiputa na Yesu, aho babaye ari abanyamahanga, co kimwe na Mose yahungiye I Midiyani aho yabaye ari umunyamahanga.[218]

Imana yarumvise amaborogo y'ubwoko bwayo bwatotejwe hanyuma Ica Irakora, ariko ukurikije ingingo z'abantu vyatwaye igihe kirekire. Uguteba kwatumwe nuko igipimo c'Abamori co kutagororoka kitari bwuzure.[219] Uguteba kw'igihano c'Imana kwabaye igikorwa c'imbabazi ku

---

214 Rivuye mu majambo abiri y'Ikigiriki *(εξοδος):* 'ex' (= hanze ya) na 'hodos' (= inzira, canke ibarabara): ni ukuvuga inzira yo gusohoka

215 Kuv. 1:12

216 Luka 9:51-56

217 Yoh. 10:10

218 Gereranya Kuv. 2:15 na Mat. 2:13-18 na Yer. 31:15; Kuv. 2:22

219 Ita. 15:16; Dan. 11:36

Banyamahanga, *kubwo ico abantu bayo babwirizwa kubabazwa*. Ibi biragoye gutahura, ariko Pawulo arabishirako umuco mu kuvuga ko ashitsa mu mubiri wiwe mu vyari vyasigaye ku marushwa ya Kristo.[220] Ni ivyatanzwe muri Bibiliya, ko *ata gakiza kazoboneka ata muntu abanje kukababarizwa.*

Imyaka mirongo umunani imbere yo gutabarwa kwa Isirayeli Imana yateguye inzira mu kuvuka kwa Mose. Yari uwatoranijwe yatumwe, ashobora kuba yaravyize kubwo ihishurirwa. Ubwa mbere yakoresheje uguhohotera n'ubwicanyi, ariko yabwirizwa kumenya ko iyi atari inzira y'Imana. Zekariya yaravuze mu nyuma ngo: 'Si kubwo inkomezi, si kubwo ubushobozi, ariko ni kubwa Mpwemu wanje, ni ko Uhoraho Nyen'ingabo agize'.[221] Iri tegeko ryo mu mpwemu ryanka ibikorwa vyo kubohoka hamwe n'ivyigwa ndoramana vyo kubohoka bivuga ibi. Ukubohoka kwa Isirayeli gukomeye kwobaye kwaraje imbere y'imyaka mirongo ine, iyo Mose atavyononа. Inzira ngufi y'agakiza ni ukureka Imana igakora uko Ishaka aho 'kwicira urubanza' wenyene.

Mose yarize ukwihangana aragiye intama. Biciye muri ako gasuzuguro[222] yabaye 'umuntu atekereza cane kw'isi'.[223] Ibintu bimwe bimwe tuvyiga biciye mu mibabaro gusa, ari na vyo vyari ukuri kuri Yesu.[224] Kubwo gusa inyifato yubaha Imana, Mose yahavuye mu nyuma arongora abantu imiliyoni zibiri mu myaka mirongo ine mu bugaragwa, benshi muri bo baragararije bongera baridodomba.

Igihe Imana yahamagara Mose yaragira umukuku. Turabona *ubwa mbere*, ko ata kinebwe cahamagarwa ku gikorwa c'Imana. Yahamagara abarongozi mu myuga yabo, nka Yosefu, Sawuli, Dawidi na Elisa.

*Ubwa kabiri,* Imana itegura abantu ikurikije inzira bakwiye gucamwo.[225] Mose, yamenyereye kwabira nk'intama, yari akwije ibisabwa vyo kurongora Abisirayeli bidodomba. Yari azi ubugaragwa gutyo yashobora kuba umurongozi wabo. Abarongozi, bahura n'Imana mu bugaragwa bwabo bw'imibabaro n'agasuzuguro, barakwije ibisabwa vyo kurongora abanyeshengero babo mu bugaragwa nk'ubwo

[220] Kol. 1:24
[221] Zek. 4:6
[222] Ita. 46:34b
[223] Guh. 12:3
[224] Heb. 5:8
[225] Imig. 22:6

nk'akarorero k'ukwizera n'ukwizigira Imana. Inyuma y'imyaka y'ubugaragwa bwa Mose ashobora kuba yaratakaje ivyiyumviro vyiwe, intumbero n'imbono. Yari yarize kutizigira inkomezi ziwe, ari zo yari yizigiye ubwa mbere.

Imana yakoresheje igisaka cakamwo umuriro ariko nticasha kubwo gukwega Mose. Ni nk'uko yashaka kuvuga iti: 'Mose, uku ni ko wigeze guturirwa igihe kimwe kubwo abantu banje. *Wibaza* ko igitoro cawe cakoreshejwe, ariko ndakwereka hano, ko uzobandanya mu gihe kirekire uturirwa n'ishaka ryanje ariko udasha'.

Mose, uwagenda yanka 'ndi nde' yari akeneye guhura na NDI Akomeye imbere yuko igikorwa ciwe gitangura. Amajambo 'genda' na 'Ndi kumwe na we' atwibutsa amajambo ya Yesu.[226]

Rero, Mose yabaye uwatumwe mukuru mu Kuvayo, nubwo yaguma aharira n'Imana ko yotuma uwundi. Imana yongejeko Aroni, ibasezeranira kuzobafasha bompi kuvuga, nk'uko Yesu mu nyuma yatumye abigishwa biwe babiri babiri. Na we nyene, yabasezeraniye kuzobafasha kuvuga.[227]

Imana yashatse kwica Mose. Kubera iki yateguye umuntu igihe kirekire, hanyuma imbere y'igikorwa ciwe igashaka kumwica? Iyo aba ari umurwanizi twari kubitahura; *yoba yashatse* ko Isirayeli iguma muri Egiputa kandi yoba yashatse kwica Mose. Ariko ivyavuyemwo vyerekana ugutandukanye. Inyuma yaho umugore wa Mose amaze gukeba umuhungu wabo, Imana yaciye isiga Mose ari muzima.[228] Yabwirizwa kuzana ubuzima bw'umuryango wiwe imbere yuko akora igikorwa c'Imana. Ntiyari gushobora *kumenyekanisha* isezerano ry'Imana[229] *atararyubahiriza*. Uwo wese yarenze isezerano ry'Imana kubwo *kudakebwa* yari akwiye gucibwa mu bwoko bwayo. Ibi vyari kuba, iyo Zipora atagira ico akoze. Naho twahamagawe kandi tugategurwa, tukongera tukaronka inkomezi n'ubutegetsi, ariko *tutubahiriza* ivyo twigisha, *Ntizigera* idukoresha!

[226] Gereranya Kuv. 3:10,12 & 4:12 na Mat. 28:19,20
[227] Kuv. 4:13; Luka 21:15; Yoh. 14:26
[228] Kuv. 4:24,26
[229] Ita. 17:7-14

Muri Mariko turabona ikindi gisa n'igikorwa ca Mose. Yabwirizwa kuvuga no gukora ibitangaza.[230] Imana yongeyeko ibikorwa kw'Ijambo ryayo, nk'uko Yesu abikora, mu *kudutuma*.[231]

Umuvugishwa nka Mose,[232] uwo Imana yari ikwiye gushira hejuru, ni Yesu. Mose yari akeneye *imyaka* mirongo ine mu bugaragwa imbere yuko abohora Abisirayeli. Yesu yaciye mu *misi* mirongo ine y'ikigeragezo, gusenga no kwisonzesha mu bugaragwa, imbere yuko akiza ubwoko bwiwe inkomezi za Satani.[233]

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Sigura izina ry'igitabu co Kuvayo.*
2. *Tanga ugurorero bw'ugukura kw'ishengero kandi uvuge impamvu nyamukuru yavyo.*
3. *Tanga insiguro zifadika za Egiputa, Farawo, abajejwe igikorwa, na Mose.*
4. *Tanga akarorero k'IS.K n'IS.R k'impamvu ata gakiza kabaho ata muntu abanje kukababarizwa.*
5. *Ni ubuhe burambe bubiri bwatumye Mose akwiza ibisabwa vyo kurongora Isirayeli?*
6. *Sigura impamvu Imana yagira yice Mose.*

230 Kuv. 4:28; Mark. 16:15,17,18
231 Yoh. 14:12; 20:21
232 Gus. 18:15,18; Ivyak. 3:22; 7:37
233 Mat. 4:1-11

## 2. *Rusi, Umukazana w'Umunyamahanga*

Inkuru ya Rusi yabaye mu gihe c'Abacamanza.[234] Iki gitabu gito ciza ni nk'isoko yo guhumurizwa mu mpwemu hagati y'ihungabana ry'igihugu cose n'imivurungano. Inzara ivugwa, ishobora kuba yarabaye mu gihe ca Gidiyoni.[235]

Nawomi aduha ihishurirwa kanaka ry'ukuntu Isirayeli yari imerewe mu buryo bw'impwemu muri biriya bihe vy'inzara, kubwo imyitwarire n'amajambo. Yabikoze, nk'uko benshi babikora muri iki gihe, adatahura impamvu z'*igihugu cose* zivyinyegeje inyuma. Nawomi yiyumviriye *ku giti c'umuntu* atari *muri rusangi*. Mu vyiyumviro vyiwe, ntiyigeze akora icaha *ku giti c'umuntu* kandi kubwo ivyo ntiyabona impamvu yari akwiye guhanirwa icaha c'*igihugu cose*.

Abantu benshi mu bihugu vyo mu Burengero nabo baribagira ko bari mu ruhande rw'isi ibabazwa n'uburemere bukomeye bw'icaha – nimba ari bo babibazwa canke batabibazwa.

Nawomi yahanganye no kudatahura neza imibabaro y'abantu. Yaheraheje avuga ko Imana yamurenganije, yabivuze n'ishavu ryinshi kandi yakomantaje umutima kuri Yo,[236] kugira ngo mu vy'ukuri 'arwanye ivugabutumwa'.[237] Kubwo inzara yatumye we n'umuryango wiwe baja I Mowabu,[238] vyerekana neza ko ataco bitwaye nimba uri mu bwoko bw'Imana, mu gihe waba ufise ivyo kurya. Nta nubwo yigeze yitaho Imana ari yo yari, mu vyiyumviro vyiwe kandi, yataye ubwoko bwayo. Kubera iki yayagirije imbere y'abakazana biwe?[239] Abahungu biwe bari bararongoye abagore b'Abanyamahanga, biboneka ko na we nyene atabipinze.[240]

Ikintu kinezereye muri iki gitabu n'uko Uhoraho ata kintu avuga we nyene ubwiwe; Agaragara gusa mu buryo abantu *bamuvugamwo*. Ko ari we yihishije

---

234 Rusi 1:1
235 Abac. 6:3-5,11
236 Rusi 1:3-5,11-13
237 1:20,21
238 1:2
239 1:11-15
240 Gus. 7:3; Abac. 3:6

inyuma yo kurongora ivyabaye, biragaragara kuva ubwo ko Nawomi na Rusi basubiye kwinjira muri Isirayeli, mu gihe igenya rya sayiri ryari ritanguye.[241] Ibi bitubwira ko, nimba Imana yovuga canke itovuga, Ntiyigera iheba imigambi Yayo, canke ngo Ihebe ubwoko bwayo – nubwo bashobora kuyitahura nabi canke bakayishavurira kandi ntibayiteho.

Nawomi agereranywa n'ubukristo bw'izina, butakaza umuriro wabwo mu gihe habaye guhemukirwa bitewe no kubura ihishurirwa ryo mu buryo bw'impwemu no kudashika kuvyo bwari bwiteze. Yari yaragize ubwansi n'ishavu yongera aranasaba ko izina ryiwe rikwiye kuba iri kuva ubwo – Mara.[242] Ishavu ryiwe ryabaye ikimuranga. Agereranywa kandi n'uruhande rwo muri iki gihe rw'ishengero ryatakaje ishaka ry'ijanabutumwa ryose; ishengero ryataye umutwe kuko ryananiwe kuvuga Ubutumwa Bwiza. Hari mu nyuma, mu gice gikurikira, aho yasanga Uhoraho yasubiye kumuha umugisha, ni ho ikanguro ryabaye mu mutima wiwe kandi ni ho yashoboye gusubira kumushimira.[243]

Turabona ku ncuro ya mbere aho umugore w'Umuyamahanga, Rusi, yatahuye cane ivyerekeye Imana ya Isirayeli ku buryo yanezezerewe no gusiga imana ziwe I Mowabu kugira ngo yifatanye na Yo hamwe n'ubwoko bwayo. Muri ico gikorwa, hamwe no kwatura kwiwe kwiza kw'ukwizera[244] hamwe n'inyifato yiwe itangaje,[245] yaranagaruye Nawomi mu kwizera.

Bowazi yitwa 'umucunguzi',[246] ntiyacunguye ubutunzi bw'uwahoze ari umugabo wa Nawomi gusa, ariko kandi yaranarongoye Rusi. Turabona ko umucunguzi (yitwa kandi 'Umwami w'iyimbura') yarongoye umugeni w'umunyamahanga hanyuma aca agereranywa na Yesu Kristo Umucunguzi, na we ariko araronka Umugeni mu mahanga y'Abanyamahanga.

---

[241] Rusi 1:22b
[242] 1:20
[243] 2:20
[244] 1:16,17
[245] 2:2,7,10,13,17,18,23
[246] 2:20; 3:9

Inyuma ya vyose, Rusi, Umunyamahanga na Bowazi, Umunyakanani adakwije kuko Rahabu ari we yari nyina wiwe,[247] bashizeho umurongo w'ubwoko mu muryango wa Mesiya. Bowazi yabaye se wa sekuru w'Umwami Dawidi[248] kandi Yesu Kristo yavutse inyuma y'ibinjana vyinshi muri uru ruvyaro rwa Dawidi. Ibi vyerekana ko Yesu Kristo yari akwiye kuba Mesiya w'*amahanga yose*. Hano turabona akamaro gakomeye k'ijanabutumwa ko muri iki gitabu.

Hariho isano rikomeye hagati y'ibitabu vya *Rusi* (aho Imana Itigera Ivuga) na *Esiteri* (aho Itanavuzwe). Muri *Rusi* turabona uyu mugore akomoka mu *Banyamahanga*, co kimwe na Bowazi, baba umurongo mu muryango wa Mesiya, hagati y'ubwoko bw'*Abayuda*. Mu gitabu ca *Esiteri* turabona uyu Mwamikazi akomoka mu *Bayuda* hagati y'*Abanyamahanga* afise umutekano kandi agakiza abantu uwo muryango ukomokamwo, inyuma y'ibinjana hafi ya ndwi. Uyu murongo w'umuryango wari rufise akamaro kanini kuko mw'izina ryiwe ni ho amahanga azoshira ivyizigiro vyabo.[249]

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Sigura impamvu Nawomi yiyumviriye ko atari akwiye kubabara.*
2. *Ni iyihe nyifato itari yo Nawomi yerekanye ku mibabaro?*
3. *Ni izihe ngaruka z'iyo nyifato?*
4. *Ni igiki twiga ku vyerekeye uburongozi bw'Imana muri iki gitabu?*
5. *Sigura ico canke uwo Nawomi, Rusi na Bowazi bagereranywa.*
6. *Sigura isano riri hagati y'ibitabu vya Rusi na Esiteri.*

---

[247] Mat. 1:5
[248] Rusi 4:17,22
[249] Yes. 11:10; 42:1,4; Mat. 12:18,21; Rom. 15:12

### *3. Zaburi*

Ntibigoye kubona ivyigwa nyamukuru vy'ijanabutumwa muri Zaburi – hariyo vyinshi – ariko hagoye kubitondeka neza mu kuri, kuko vyinshi ntivyanditswe mu buryo bw'inkuru. Kugira ngo ivyigwa nyamukuru vy'ijanabutumwa biboneke neza, nkoresha urutonde twavuze mw'Itanguriro, cane cane aho tubisanga kurusha kudondora, kubwo kuvuga mu ncamake.[250] Umuntu ntazokenera umwanya munini wo kuzingurura impapuro zose, inyuma yo gutahura neza ivyigwa nyamukuru vy'ijanabutumwa bisigaye muri Zaburi.

Gushira imirongo mu bice vy'ivyigwa nyamukuru cumi na bibiri ni kimwe mu ngorane zo gusigura. Hariho kwinjiranamwo, cane cane hagati ya 5 & 11 na 9 & 11. Bimwe bifise aho tubisanga hamwe canke hake (ak. 1, 2, 4, 6-8, 10 & 12); ibisigaye (3, 5, 9 & 11) bifise henshi.

Si Zaburi zose zirimwo imirongo ishobora gushirwa muri buri cigwa nyamukuru, ak. 1; 3; 15; 17; 19; 20; 23; 29; 35; 42; 43; 55; 61; 84; 88; 90; 93; 112; 120-124; 131 & 134. Iyi si 'iyitari iy'ijanabutumwa' ariko ifise ivyiyumviro bitandukanye.

Ubundi butunzi bw'igitabu ni urugero rw'ubuvugishwa, bugaragarira cane cane mu mirongo y'ivya Mesiya[251] n'ivyo ihishurirwa[252]. Kwihweza ibi biranaduha ukuri kw'ijanabutumwa, kuko Kristo ubwiwe ni umujanabutumwa akomeye.

*Icigwa ca 1 (Ni nde atuma?)* cerekana Imana, ituma Yesu kuba Umwami (2:6); itegeka umuntu kuba umuhagarikizi w'ibiremwa (8:6); ihamagara Dawidi kuva inyuma y'intama (78:70) no kumushira mu biro arinzwe n'Imana (89:20-24). Muri 104:30a Imana ituma Mpwemu wayo n'inkomezi zo kurema kandi muri 105:17 & 20 ituma Yosefu muri Egiputa. Rimwe na

[250] Ndasavye mungirire imbabazi kubwo ivyanditswe vyera vyinshi vy'aho tubisanga biri muri iyi nyandiko, aho kwandika hepfo y'urupapuro, iri rimwe gusa.

[251] Agaciro *k'ivya Mesiya* tugasanga muri Zab. 2; 22; 40:6-10; 41:9; 45; 47:5; 55:1-5, 12-14; 56:5,6; 68:18; 69:8,9,21; 72; 80:17; 89:27-29; 102:21,22: 109:2-5; 110; 118:22,26 na 147:3

[252] Agaciro *k'ivyo ihishurirwa* kaboneka muri Zab. 2:1-3; 46; 48:4-7; 75:2,3,8; 83:1-8; 96:13a; 102:16,26; 110:3a,5,6 na 144:4-8

rimwe imirongo iri hagati ya Dawidi n'Umwuzukuruza wiwe Yesu ni mito: muri 89:25-29 turabona umwihwezo wagutse, w'ivya Mesiya.

*Icigwa ca 2 (Gukora iki?)* biboneka ko Yesu n'Ishengero bashinzwe gusabira no kuganza amahanga (2:8,9; 18:43b) kandi no mu nshingano z'umuntu zo guhagarikira isi (8:6-8). Ivyanditswe bimwe biratwibutsa Igikorwa Gihambaye Twahawe: 9:11b; 71:15-18; 73:28b. Ukwerekana ihamagarwa rya Dawidi tubibona muri 78:71,72 & 89:26; irya Yosefu muri 105:19,21,22 n'irya Isirayeli muri 105:45 & 106:8. Mpwemu Yera yatumwe ku gikorwa co kunagura (104:30b). Ingingo zibiri nyamukuru zo gukorera Uhoraho zica zigaragara: 126:5,6 (ukubiba mu marira, ukwimbura n'umunezero) na 127:1 (kiretse Uhoraho yubatse inzu, abayubaka bakorera ubusa).

*Icigwa ca 3 (Ingorane z'icaha c'umuntu)* gifise aho tubisanga henshi: 2:2,3; 7:14-16; 10:2-11; 12:2; 14:1,3; 32:3,4; 36:1-4; 38:1-8; 40:12; 52:1-4; 53:1,3; 58:3-5; 64:3-6; 69:5; 73:6-11; 78:8-11,17-19,32,36,37,40-43,56,57; 94:4-7; 106:6,7,13-18,21,22,24-27,29,32,33; 107:10-12,17,18; 119:133b; 130:3; 139:19-22; 140:1-5; 143:3.

*Icigwa ca 4 (Inkomoko y'icaha)* gishobora kuboneka muri 109:6. Umuntu w'umunyakibi avugwa nk'umurezi. Ibi bitwibutsa Satani, nk'uko yerekanywe muri Yobu 1 & 2, Zek. 3:1,2 n'Ivyah. 12:9,10. Ni wo murongo wonyene wo muri Zaburi aho umwitwikiro utwikiriye umunyakibi umuvako umwanya muto.

*Icigwa ca 5 (Inyishu y'Imana ku ngorane z'icaha)* kiduha aho tubisanga henshi. Ibirimwo ni ivyanditswe aho abanyavyaha batakambira Imana ngo ibafashe, ibagirire imbabazi, ibabohore kandi ibacire urubanza rwiza: 2:10-12; 4:5 (+ Rom. 12:1); 6:9; 13:5; 14:5b; 16:11a; 25:7-11,15,19; 26:11b; 27:1a; 28:8; 30:8,10; 31:15,16; 32:5,6a; 34:22; 37:27,28a,39,40; 38:18; 41:4; 49:5a,15; 50:14,15,23; 51:1-17; 53:6; 54:1-4,7; 56:13; 60:4; 62:1,2,5-8; 65:3; 68:19,20; 69:13; 70:4; 74:12; 78:34,35,38a; 79:8,9; 80:3,7,19; 81:8-10,13,14,16; 82:3-5; 85:4-7,9; 90:14-16; 98:1; 99:8; 101:2-4; 103:3,4a,8-12; 106:3,23,30,31,44; 107:13,14,16,19,20; 116:8,16b; 118:14,21; 119 (hafi cose); 128:1,4; 129:4; 130:7,8; 135:14; 138:7; 139:24; 140:6,7,12; 141:3-5,8,9; 142:5-7; 143:1,2,6-12; 144:10,11,15; 146:5; 147:11; 148:14 na 149:4. Turabona ko inyishu y'Imana ku ngorane zacu z'icaha iba ukuri igihe tuyitakambiye kandi *tugahitamwo kuyumvira.*

*Icigwa ca 6 (Inyishu y'umuntu ku ngorane z'icaha)* kiboneka muri 33:16,17; 49:5b-9,12-14,20 na 52:7. Ariko inyishu z'umuntu si inyishu na gato: *umuntu ntashobora kwikiza we nyene.*

*Icigwa ca 7 (Isezerano ry'Imana n'umwana w'isezerano)* ushobora kugisanga muri 2:7b-9 (aho kuganza amahanga vyasezeranywe) no muri 33:12 (Isirayeli nka samuragwa mu mahanga). Ahandi twobisanga kandi ni: 80:17; 89:30-34; 103:17,18; 106:45,46; na 111:5b,9. Isezerano rya Dawidi rivugwa muri 89:3,4,35-37 & 132:10-12,17,18; isezerano ry'aba sogokuruza muri 105:8-11,42.

*Icigwa ca 8 (Umugambi w'Imana mw'isi yose):* 33:11; 64:9,10; 65:2; 66:1,4; 96:1-3; 110:5; 145:18.

*Icigwa ca 9 (Amahanga)* kiriganje. Ibirimwo ni ivyanditswe vyerekeye 'isi yose', 'urunganwe rwose', n'ibindi. Isirayeli ishizwe mu butandukane n'amahanga, ubwa mbere mu mugisha, hanyuma mu gusabagira muri yo (ak. 44:2,11,14; 79:1-3). Imirongo yerekeye amahanga y'Abanyamahanga rimwe na rimwe ivuga imigisha, rimwe na rimwe ibihano. Urashobora kugira itandukaniro mu kuraba: 2:1,2,8-10; 7:7,8a; 9:5,8; 18:47,49; 22:27,28,30,31; 24:1; 33:8,10; 44:2,11,14; 45:17; 46:10; 47:1-3,7-9; 48:10a; 49:1,2; 50:1,4; 56:7; 57:5,9,11; 59:13a; 60:7,8; 65:5b-8a; 66:8; 67 (cose); 68:31,32; 69:34; 72:8-11,17,19; 76:11b,12; 77:14b; 78:55; 79:1-3,6,10; 80:8; 82:8; 83:18; 86:9; 87:4-7; 94:10a; 96:1-3,7-10,13; 97:1,5b,6,9; 98:2-4,7b,9; 99:1,2; 100:1; 102:15,22; 105:1,6,44; 106:34,35,47; 107:3; 108:3,5,8,9; 110:5,6; 111:6; 113:3,4,6; 114:7; 115:2; 117:1; 118:10; 126:2b; 135:10-12; 136:17-22; 137:7; 138:4,5; 145:12; 148:11; 149:6-9; 150:6.

*Icigwa ca 10 (Ingingo y'I Babeli)* tugisanga mu mirongo myinshi iterekereza kuri Babuloni gusa (kiretse muri 137:8), ahubwo ivuga ku gusenga ibigirwamana no kugarariza. Ibi ni: 2:1-3 (kuraba ubuvugishwa bw'ihishurirwa rya Babuloni mu kugarariza kwayo kw'isi yose, Ivyah. 17 & 18); Zab. 4:2b; 16:4; 78:58; 81:9; 96:5a; 97:7; 106:19,20,28,36-39; 115:4-8; 135:15-18.

*Icigwa ca 11 (Gutakaza Agakiza Bisigura Urubanza)* kiragereranywa neza nk'Icigwa ca 5: 2:12; 5:10b; 9:15,17,19,20; 10:16; 11:6; 21:8-12; 28:4,5; 31:17b,18; 31:23; 34:16,21; 36:12; 37:1,2,9a,10,12,14,17,20,22b, 28b,35,36,38; 39:11a; 50:16-22; 52:5; 53:5; 54:5; 56:7; 58:6-11; 59:5,8,12,13a; 63:9-11b;

64:7,8; 68:1,2,21,30; 69:27,28; 73:18-20,27; 74:1-9 (Uguhunga kwa Isirayeli), 19,20a; 75:7; 78:21,22,30,31,33,44-51,59-64; 79:10b,12; 81:11,12,15; 82:2,7; 83:9-17; 92:6,7,9; 94:2,3,23; 95:8-11; 97:3; 101:5,7,8; 105:28-36; 106:40-43; 107:33,34; 110:5,6; 112:10; 119:21,118,119,155; 125:3,5; 129:5,6; 140:8-11; 141:6,7,10; 145:20b na 146:9b.

*Icigwa ca 12 (Abavukana)* kigaragara neza muri Zab. 133.

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Ni ibihe vyigwa nyamukuru cumi na bibiri vy'ijanabutumwa vyiganje muri Zaburi?*
2. *Tubona ituma ry'abantu abahe bane muri Zaburi?*
3. *Ni mu murongo uwuhe wo muri Zaburi tubona uwugereranywa na Satani?*
4. *Imirongo yerekeye amahanga y'Abanyamahanga rimwe na rimwe ivuga … rimwe na rimwe …*

### *4. Umusiguzi*

Mu musiguzi duhakwa kubona uwundi Salomo atari uwanditse Imigani.[253] Uwanyuma yanditse ku mwuga wa zenite; uwa mbere igihe yari ashaje, kandi yahumekewe impwemu y'umuntu, yandika ivyo yibuka. Yihweza ibitagira ikimazi kuko araba ibintu vy'igihe gito, bifadika. Akoresha gusa inyiyumvo zitanu. Ibinezereza vyose hamwe n'ivyashitsweko vyose vyatanze impembo itagira ikimazi kuko vyatandukanijwe n'agaciro k'ibihe bidashira.[254]

Avuga ivyerekeye umutwaro uremereye Imana yashize ku muntu; uko bitandukanye n'ingata itababaza Yesu atanga.[255] Inyishu ni ukwihebura kandi ico yabivuzeko kimwe ni *carpe diem* – ivyiyumviro vyo kunezererwa uyu musi.[256] Ugutahura kumwe kumwe kwaje kuri we igihe Imana yinjiriye mu rukino umwanya muto.[257]

Umwanya umwe amenya agaciro kadahera k'umuntu, uwundi mwanya amugereranya n'ibikoko;[258] bitandukanye cane n'uburyo Dawidi yerekanye umuntu.[259] Intumbero nyamukuru y'umuntu, nk'uko Salomo abivuga, ni umunezero.[260] Uku ni ukwizera kw'umuntu, ariko si ubwenge bw'Imana, kuko bushira umuntu kw'isonga. Ububabare n'imibabaro bitera kwihebura kuko bitariko birasigurwa mu mbono y'ibihe bidashira.[261]

Giturumbuka ubwenge bw'ukuri bwongeye kugaragara[262] ('babiri baruta umwe') nimba biraba abagenzi, abubatse canke imigwi y'ijanabutumwa. Biragaragara: iyo yanditse ku vyerekeye Imana, harimwo ubwenge mu majambo yiwe; iyo ayikuyeko amaso, ashikirwa no kwihebura hamwe no gutakaza ivyizigiro.[263]

---

[253] Ak. Umus. 1:17 & 2:15
[254] 2:10,11,14b, 16
[255] Gereranya Umus. 1:1b na ak. Mat. 11:30
[256] Umus. 2:20,24
[257] 2:25
[258] Gereranya 3:11 na 3:18-21
[259] Zab. 8:4-8
[260] Umus. 3:22
[261] Gereranya ak. 4:1-3 na Rom. 8:28
[262] Umus. 4:9-12
[263] Gereranya 5:1-7 na 5:8-17

'Ingabire y'Imana' (umunezero w'ibintu bifadika, nk'uko Salomo abivuga) bisa nk'aho ari vyo bintu vyonyene binezereye mu buzima. Ese ukuntu iki ciyumviro kigaragara kandi kitari ico muri Bibiliya.[264]

Ubutumwa bwiwe bwo kwihebura hamwe no gutakaza ivyizigiro bibandanya mu kindi gice ca (6). Ibice vya 7 & 10 bitwibutsa Imigani mu bundi buryo ariko rimwe na rimwe bibura ubunini n'ubwiza bwavyo.[265] Aravyerekana kandi no mu zindi nsiguro zisa n'izo.[266] Izi ntizishobora gufatwa nk'ubwenge bw'Imana kuko zivuguruza impwemu y'Ubutumwa Bwiza.[267] Ubwenge bwa Salomo bwaratitutse kubwo gusenga ibigirwamana kwiwe, gukurikira abagore biwe benshi b'Abanyamahanga.[268]

Mu gice ca 8 avuga ko abantu bubaha Imana bazomererwa neza, ariko ubu bumenyi busa nk'aho butamuhumuriza; kuri Salomo vyose bivana n'uko ubuzima butagira ikimazi kuko umuntu adashobora kubitahura.[269] Ivyo birumvikana mu gihe utitwararitse ubuzima buri imbere hamwe n'imbono yabwo y'ibihe bidashira. Yaranavuze kandi ati 'ibintu vyose *biri imbere* ntibigira ikimazi'.[270] Umuntu ashobora kudatahura insiguro y'ubuzima bwiwe; Imana irayizi.[271] Kwihebura birumvikana: Imana ifitiye vyose abagororotsi n'abanyabwenge mu kuboko kwayo. Ariko *ni* Nde? Irashobora kwizerwa? Salomo asa nk'uwuvuga ngo 'Ntiramenyekana'.[272]

Iki cegeranyo gishobora kuva gusa ku muntu ataramenya imico myiza yose y'Imana, canke imico mibi yose y'umurwanizi, gutyo vyompi akavyitirira isoko rimwe, ari ryo yita 'Imana'. Umurwanizi arinyegeje, ni umwansi atagaragara atigeze aharurwa. Kubwo iri hishurirwa rike bisa nk'uko abantu bose bahura n'ikintu kimwe bagenewe; nimba ata mpembo y'ibihe bidashira iriho canke igihano ('urukundo, urwanko n'ishari birahera') none rero

264 Gereranya 5:18-20 ak. na 1 Kor. 15:58; Kol. 3:23,24 canke Heb. 11:23-26
265 Ak. ko 'amahera ari ubuhungiro' kandi 'ni meza kuri vyose', 7:12 & 10:19c
266 Ak. ko ubuzima bwiwe ataco bumaze (7:15) canke ko atigeze abona umugore agororotse mu gihumbi (7:28)
267 Ak. 1 Tim. 6:10,11; Efes. 2:10 na Rom. 16:1-4,6,12a neza neza
268 Bumwe mu bubabare ibi vyazanye tubona bugaragara muri 7:26 'Nsanga ikintu kirusha urupfu kurura ari umugore aba umutego'
269 Umus. 8:12,17
270 11:8b, indome zikitse
271 Yes. 55:8,9
272 Umus. 9:1

hashobora kubaho 'Ubutumwa Bwiza' bumwe gusa buvuga ngo: nezererwa ubuzima kandi ntuhagarikwe umutima n'insiguro.[273]
Nk'uko yabivuze ubwa mbere: iyo winezereza ntuzokwigera wiyumvira ku misi yawe canke ngo ubabazwe n'ibitagira ikimazi biboneka.[274] Arahakana ukuri kw'ubuzima buri imbere.[275]

Mu nyuma, Pawulo yaravuze ikintu gitandukanye rwose: 'ico gihe nzomenya rwose…'.[276] Salomo ntiyigeze abona uburongozi bw'Imana: 'ibihe n'*amahirwe bipfa kubazako* bose'.[277] Kumenya ko urubanza rugira ruze[278] – n'impembo canke n'igihano – ntivyari ivyo gufatirako mu buzima bwa Salomo.

Umugani mwiza waje giturumbuka nk'ibuye ry'agaciro ry'ivugabutumwa hagati y'uku kwihebura kwose.[279] Umworo w'umunyabwenge agereranywa na Yesu, ashoboye gukiza igisagara gitoya (isi) guhahazwa n'umwami akomeye (umurwanizi). Abantu bakijijwe (ikiremwa muntu kidashima) baca baramwibagira.

Turabona ingingo zimwe zimwe z'umujanabutumwa mu nkomezi zo kubiba no kwimbura, gukankamirwa ngo ntarondere ivyitwazo vyo kudakora, no guterwa intege ngo ntacike intege.[280]

Narerekanye ivyiyumviro vyinyegeje inyuma y'Umusiguzi kuko birerekana inkomezi kanaka z'ivyiyumviro vy'amadini y'ikiremwa muntu, imikorere y'ukwizera ikunze kuboneka mu bihugu Vyambere kw'Isi. Igitigiri kinini c'Abajanabutumwa bari mu Bihugu bikiri mu nzira y'Iterambere bakoreramwo, bemeza insiguro y'ubu buryo bwo kwiyumvira, kugira ngo bashobore kubona biciye mu mutego wo kutizera, gukunda amaronko kandi rimwe na rimwe n'inyigisho z'ubutunzi iyi mbono y'isi irimwo. Ivyiyumviro vyabo kw'isi itaboneka co kimwe n'iciyumviro cabo co muri Bibiliya c'Imana bitegerezwa kwumvikana kandi. 'Ubutumwa Bwiza' ata kirimwo bw'Umusiguzi, bukunze

---

[273] 9:2-9
[274] 5:20
[275] 9:10
[276] 1 Kor. 13:12
[277] Umus. 9:11b,12 (indome zikitse)
[278] 12:14
[279] 9:13-16
[280] 11:1,2,4 na 6 neza neza

kuvugwa mu Burengero, bubwirizwa gusubirizwa kandi n'Ubutumwa Bwiza bw'ukuri bwa Yesu Kristo.

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Ni izihe ntege nke nkuru za Salomo, zanditswe mu gitabu c'Umusiguzi?*
2. *Ni igiki Salomo yabona nk'intumbero nyamukuru mu buzima?*
3. *Kubera iki ubwenge bwa Salomo bwatitutse, mu nyuma mu buzima bwiwe?*
4. *Erekana imbono ya Salomo kuri kazoza.*
5. *Kubera iki Salomo yavuze ko iciza n'ikibi biva mw'isoko rimwe?*
6. *Ni izihe ngingo z'umujanabutumwa tubona mu gitabu (harimwo n'aho tubisanga)?*
7. *Kubera iki ari ngirakamaro gutahura Umusiguzi, ku bajanabutumwa bavuye mu Bihugu bikiri mu nzira y'Iterambere batumwe mu bihugu vy'Uburengero?*

## *5. Yona, Umujanabutumwa Ndenga Mico Arengeye Ibidasanzwe Vyose*

Inkuru ya Yona idasanzwe, ishimishije iratwigisha *ibintu bitandukanye* vy'ijanabutumwa. 'Yona' bisigura 'inuma' – agakoko gatekereza, k'amahoro – kandi umutima w'inkuru yiwe usa nk'uguhinduka kw'umugarariji mu mugabo w'umunyempuhwe. Ikigaragara, iki gitabu kivuga cane ivyerekeye igikorwa c'Imana *mu* muntu kurusha igikorwa cayo *biciye* ku muntu. Nka Yona, Imana ishaka ko *tuba* (umuntu yubaha Imana) imbere yuko *dukora* (igikorwa cayo neza). Kubera iki Yona yari yarabaye umuntu atoroshe?

Hariho impamvu zitandukanye. Yona yari yarakiriye ijambo ry'Imana k'umwami Yerobowamu wa II,[281] ngo: 'Mwami, garura akarerere kawe kave muba Siriya! Ndaguha inkomezi zo kubikora. Genda, ufate ivyari ivya Isirayeli!' Yerobowamu akurikiza iryo jambo maze yigarurira akarere k'Abasiriya.[282] Ivyo vyagaragaje neza izina rya Yona mu rubanza kandi vyatumye habaho inyifato yo gukunda igihugu mu vyiyumviro vyiwe ku bijanye no gutsinda abansi ba Isirayeli. Mu gihe c'ubuzima bwiwe inkomezi za Siriya zari zagabanutse, ariko umwansi akomeye cane ubu yari yegereje. Ubwami bwa Ashuri bwari bwakomeje inguvu kandi iterabwoba ryabwo ryabaye ukuri mu gihe ca Yona. Ntibitangaje kubona we, yahoze yiyumvira nk'umukunzi-mwansi, yanka kubamenyesha agakiza k'Imana. Mu vyiyumviro vya Yona, abansi bari abo guhanwa, atari uguhezagirwa. Kubera iki twohezagiza akaga Isirayeli? Ukudahemuka kwiwe, ukubabarana hamwe n'impuhwe yabikoresha kuri Isirayeli gusa ariko Imana yashaka guha ikibanza *amahanga* mu mutima wa Yona.

Uruhara rwa Yona mw'ijanabutumwa ntiruzwi na benshi kuko na twe, duhakwa guhunga imihamagaro iduhamagarira kuja mu bihugu bifise ubukene, indwara, ahantu habi, ikirere kimeze nabi, n'iterabwoba ryo guhamwa canke kubura umutekano wo mu mutima.[283] Twoba dutahura impamvu Imana yarwanije 'imikorere (politike)' y'ivyigwa ndoramana vya yona? Mbega si ko biyibera ibigoye muri iki gihe gusunikira abakozi mu

---

[281] Yerobowamu wa II yatwaye kuva 793-753 IMB.KR

[282] 2 Abami 14:23-25

[283] Ngirango akaryo $10^0$-$40^0$ k'abajanabutumwa bo muri kino gihe gashobora kugerereranywa n'ico Ashuri yasigura kuri Yona?

mwimbu wayo?[284] Yona yari akwiye gusunikirwa mu nzira nziza; nk'uko na twe rimwe na rimwe tubikora!

Imana iha ibikorwa abakozi bayo, ariko mbega bigenda gute iyo batayumviye? Irabirukana? Ahubwo: Yagiriye impuhwe Yona, Ishaka ko na *we* yiga kugirira impuhwe abandi. Ntituzi nimba yarigeze abikora. Iciza n'uko tudakora amakosha nkayo.

Imana yateye intambwe cumi kugira ngo igarukane Yona ku kwumvira: Yarungitse umuyaga ukomeye mu kiyaga (1:4); umutware w'Abanyamahanga (!) w'ubwato yahamagariye Yona gusenga (1:6); Yona yatowe n'agapfindo ko ariwe yagirizwa (1:7); yarabajijwe ibibazo n'abasoza (1:8); yabwirizwa gusigura ivyaha vyiwe ku Mana imbere y'abatizera (1:9,10); yabwirizwa kwirega (1:12); yatewe isoni n'amasengesho y'Abanyamahanga (1:14); yabwirizwa guca mu munyenga utoroshe w'Imana mu rufi (1:17); kandi nubwo yize kandi gusenga, yarananiwe no kwatura icaha ciwe (2:1-10). Ubwa nyuma, yumviye igikorwa ciwe ca mbere (3:1-3).

Nubwo biri uko, guhitamwo kwumvira ntivyasigura ko Yona yari yemejwe inyifato yiwe mbi canke ko yasubiye gutora igikorwa ciwe ca mbere ku bushake bwiwe. Biragaragara, ko Imana yateguye ibihe kanaka kugira ngo Ishike ku ntumbero zayo: Yarungitse umuyaga ukomeye, hanyuma urufi rwari rukwiye gusubiza Yona ku rusi. Igihe Yona yari muri Ashuri, ukwerekana inkomezi z'Imana kwarabandanije mu gutanga ikibonobono, igikogoshi n'umuyaga uvuye I burasirazuba.[285] Ivyabaye vyose vyari bigamije gushitsa Yona aho Imana yashaka ko aba. Mbega ishusho nziza y'ukuntu Imana Irongora abana bayo, hamwe n'icizere c'uko Ishaka kubandanya muri iyo nzira nyene kugira ngo *Iturongorere* ku gusa na Kristo!

Ata gushaka kurimwo, umujanabutumwa yahunze yabaye uwushinga intahe mu mahanga mu kubwira abasoza b'Abanyamahanga ivyerekeye Imana yiwe, bituma basenga no kuzana ibimazi,[286] kandi abereka akarorero ko ari vyiza ko umuntu umwe apfa kuruta ko abantu benshi bapfa rubi.[287] Kandi

---

[284] Mat. 9:38 Ijambo ry'Ikigiriki muri irya nyandiko ya 'gusunikira' ni εξβαλλω *(exballoo),* 'kwirukana'

[285] Yona 4:6-8

[286] 1:14-16

[287] Gereranya na Yoh. 18:14;

rero, no mu kutumvira kwiwe, Yona yagereranijwe na *Kristo*. Yesu yabimenye mu nyuma igihe yagereranya imisi itatu yiwe mu mva n'imisi itatu ya Yona mu nda y'urufi.[288] Kugereranywa na Yesu, vyiza nk'uko biri, si yo ntumbero nyamukuru y'Imana; *gusa* na Yesu ni yo yo. Turabona Imana ikora kurya mu buzima bwa Yona mu gitabu cose. Yona kandi agereranywa n'abantu bo muri Isirayeli mu kunanirwa kwabo gushingira intahe amahanga.

Igihe yahavura atangura urugendo rwiwe rw'ibirometero 900 yerekeza I Ninewe – urugendo rwo mu bugaragwa rw'indwi zitanu – ntiyari bwumve ko yokwamamaza Imana yari azi neza.[289] Yafashe ingingo yo kuvuga ivyo gukomvomvorwa,[290] haca haza inyishu nziza *atifuza*. Yari afise ishusho nziza y'Imana: iyo aba yarizeye gusa n'umutima wiwe ivyo yatuye n'akanwa!

Imana yashaka ko Yona yosabira, nka Aburahamu, asengera Sodomu canke Mose, asengera Isirayeli.[291] Ibi vyohavuye bimuhindura umuntu atekereza. Nubwo yavuga ubutumwa adasenga kandi afise inyifato mbi, igisagara cose carihanye mu magunira n'umunyota hamwe no gusenga no kwisonzesha.

Ariko Imana ntiyaretse umukozi wayo atagira impuhwe: mu biganiro vyabo, itandukaniro riri hagati y'incuro zitatu 'ariko Yona…'[292] n'incuro zitatu 'ariko Uhoraho' canke 'ariko Imana'[293] riragaragara cane. Iherezo ribabaje ry'inkuru ya Yona n'uko biboneka ko yakomantaje umutima.[294] Yari yaramenyereye kwikomantaza kuko ntiyigeze yicisha bugufi ngo yature ukutumvira kwiwe kwa mbere.[295]

Ubwa nyuma turamubona mu 'mugera wa Eliya'[296]: yashatse gupfa inyuma yuko igikorwa ciwe giheze. Yona aratwereka ko umuntu wese yemereye uburozi bwo kwidondomba mu buzima bwiwe ko abandanya muri iyo nyifato. Ngirango, Imana rimwe na rimwe irameneka umutwe cane kugira

[288] Mat. 12:40
[289] Yona 4:2
[290] 3:4
[291] Ita. 18:16-33 na Kuv. 32:7-14, 30-34 neza neza
[292] Yona 1:3,5; 4:1
[293] 4:4,9,10
[294] 4:1-9
[295] 2:1-10
[296] 1 Abami 19:4

ngo ishikane abana bayo ku kwumvira, kuruta gushikira Abanyamahanga n'Ubutumwa Bwiza!

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Ni iyihe yari intumbero imwe nyamukuru mu ntumbero z'Imana kuri Yona?*
2. *Sigura impamvu Yona yari yabaye uw'igihugu kimwe mu vyiyumviro vyiwe.*
3. *Yona yoba yarihanye ku kwanka kuja I Ninewe?*
4. *Ni iyihe ngaruka y'ibi?*
5. *Ni mu buhe buryo dushobora kubona Yona nk'ikigereranyo ca Kristo?*
6. *Ni mu buhe buryo Yona atari ameze nka Aburahamu canke Mose?*

### 6. *Inyigisho z'Ijanabutumwa I Babuloni*

Mu buzima bwa Daniyeli twiga ingingo nyinshi z'ijanabutumwa. Turabona ko Uhoraho ashobora guhindura ibihe bibi mu muhamagaro w'ijanabutumwa. Akenshi ahamagara abajanabutumwa batarabimenya. Gukura wubaha Imana bishobora kuba amahirwe ajana ku mwuga w'ijanabutumwa. Daniyeli yerekana ko imikorere y'umujanabutumwa itangurana no kubaho ubuzima bwejejwe, ko imico n'inyifato vya Gikristo ari ntarengwa mu kibuga kandi ko inyigisho nziza ndenga mico zibera mu gihugu cabahaye indaro.

Ashipenazi yarasiguriye abasore b'Abaheburayo, bamwe mu bakomoka I bwami, uko urutonde ruzokurikirana kugira ngo babahindure Abanyababuloni beza. Bari bakwiye kugaburirwa imfungurwa nziza zo ku meza y'umwami kandi kwiga ururimi vyari bikwiye guca bitangura, ivyigwa vy'ubushakashatsi vyongeweko mu nyuma. Babwirizwa gutahura ibintu vyose vyari bigize ubuzima bw'I Babuloni.

Bane muri aba basore barasavye uruhusha rwo kurya indya z'imboga n'ivyamwa. Daniyeli na bagenzi we biyemeje kutihumanisha ivyo kurya n'ivyo kunywa vy'I bwami. Baganiriye na Ashipenazi wenyene hanyuma barasigura ivyo basaba. Daniyeli yatanze iciyumviro c'ikiringo c'imisi cumi. Ashipenazi yemereye abo bahungu adakekeranije, kandi ntiyigeze avyicuza.[297]

Imbere yo kujanwa I Babuloni bakuriye mu miryango yubaha Imana, bitandukanye no gusenga ibigirwamana biri aho bari. Barize gusoma umuzingo wa Mose n'abavugishwa, uwo ba se n'abigisha bari barabasiguriye. Igihe bari bafise imyaka cumi n'itatu baraciye mu mugirwa wa bari-mitsiva, kandi inyuma yaho baca bafatwa nk'abantu bakuze. Umwe wese yari yararahiye gukorera Imana ubuzima bwiwe bwose. Bari barumvise Yeremiya avuga ubutumwa, ababurira ku vy'ubuhungiro bw'I Babuloni. Ubu rero baramenye ico ivyo vyasigura….

Kwiga ururimi vyari biremereye. Babwirizwa kwiga izindi ndome, ariko ubwenge bukiri butoto n'ubushake vyarabafashije mu bibazo. Baratahuye ko

[297] Dan. 1:3,4,6,8,12,14,15

kwiga ururimi rwaho vyobagirira akamaro, kandi ko bishobora kubafasha kubwira Abanyababuloni inkuru z'abantu babo, ak. uko Imana yabakuye muri Egiputa. Ntibigeze bamenya na gato ko mu nyuma Imana *yobakijije* ibibazo vyo gusenga ibigirwamana vy'I *Babuloni.*

Ashipenazi yafashe nkama urutonde rwo kwinjiza: yabahaye amazina y'Abanyababuloni. Daniyeli yiswe Beluteshaza, na bagenzi biwe Shaduraka, Meshaki na Abedunego.[298] Bamwe boba babibonye nk'igitutsi kuri karangamuntu yabo y'igihugu cose. Ariko Daniyeli na bagenzi we baratahuye ko ahubwo bikwiye kubonwa nk'icubahiro, kuko Ashipenazi aha yari abiyumviyeko nk'Abanyababuloni nyabo. Abagenzi bari barahagijwe no gusenga ibigirwamana barabona kandi barasenga kugira ngo Imana yigaragaze, ihangane n'umwami. Bashaka ko Imana yiyerekana nk'Umwami w'abami n'Umutware w'abatware, kuko Nebukadineza yari yiyitiriye iryo zina.

Nta hantu na hamwe dusoma ko abo bagenzi bane bumvise ijwi ry'Imana, ribahamagarira mw'ijanabutumwa. Bari abizera basanzwe, bashaka gukorera Imana aho baja hose. Iyo bamenya ingorane Imana yoshize mu nzira yabo, bobaye barakuyemwo akarenge. Weho ntiwobikoze, umenye ko uzotererwa mw'itanure ry'umuriro canke mu rwobo rw'intambwe?

Mu buzima bwa Daniyeli na bagenzi we turabona akarorero keza cane k'inyigisho z'ijanabutumwa. Iyo bataba barezwe n'ingingo zo kwubaha Imana muri Yuda, ntibari kuzibandanya mu kibanza c'abapagani. Ingingo yabo yo kutihumanya yari kimwe mu bintu ngirakamaro vy'umwuga mwiza w'ijanabutumwa. Duhereye mu mbono y'inyigisho z'ijanabutumwa dushobora kuvuga ko izi 'nyigisho zo muhira' zoshobora kugereranywa no kwiga ishure ya Bibiliya. Iki ni igice ntagereranywa mu gukarisha abakozi mu Bwami bw'Imana.

Hanyuma, ntibatumwe mu kibuga bonyene, ariko *bari mu mugwi*. Barashobora gufashanya, gusengeranira, kuvugana mu gufata ingingo, n'ibindi. Kandi, ibi ntibihagije iyo turavye ibisabwa mu gikorwa c'ijanabutumwa. Daniyeli na bagenzi we bize ururimi, ubushakashatsi n'imigenzo *mu kibuga cabo c'ijanabutumwa*. Nubwo ata kintu kirwanya

[298] Dan. 1:5,7

inyigisho z'ururimi n'imigenzo muhira, nta kintu gishobora gusubirira kubandanya wiga mu kibuga.

Abo bagenzi bari barateguwe *imyaka itatu*, biteze kuzoronswa akazi mw'isi gusa. Abajanabutumwa ntibashobora gukora bike.

Imbere yuko umuntu akora mu yindi mico, avuga urundi rurimi, atahura ivyo kwizera vy'idini, kandi akamenya imikorere y'agaciro kavukire, umujanabutumwa mushasha ashobora kubibamwo imyaka itatu.

Igihe abo bagabo batari bakibonwa nk'abanyamahanga baciye baza hanyuma Ashipenazi aca abaha izina rishasha. Gushika ubu bari baronse uburenganzira bwo kuvuga nk'Abanyababuloni ku Banyababuloni. Ico ni co gihe igikorwa cabo ndenga mico cashoboye gutangura neza.

Akamaro k'inyigisho z'akarorero z'ijanabutumwa rya Daniyeli ni uko, nimba dushaka kwerekana Imana mu buryo abantu batahura, Itegerezwa kwerekanwa mu mico *yabo*, *atari mu y'iwacu*. Igihe cose twokwerekana Imana mu buryo bwacu – butamenyerewe n'abaduhaye indaro – *na Yo nyene izobonwa nk'Inyamahanga,* kandi nta muntu n'umwe aha ubuzima bwiwe umunyamahanga. Akarorero keza ni Yesu, yabaye umuntu, Umuheburayo mu Baheburayo, kugira ngo akorere Abaheburayo. Amaze guhinduka umuntu, ntiyari akiri 'Imana urabiye kure', umunyamahanga.[299] Pawulo yarakurikiye aka karorero mu 'kuba ibintu vyose ku bantu bose, kugira ngo akize n'imiburiburi bake'.[300]

Biragaragara ko guhuza ivyiyumviro atari ivyatanzwe mu kinjana ca 20, canke mbere mw'Isezerano Risha; Imana yari iza yarabiteguye mu nyigisho zayo z'ijanabutumwa kuri Daniyeli na bagenzi we mu myaka 2,600 iheze, tutibagiye Yosefu na Mose!

---

[299] Flp. 2:5-7
[300] 1 Kor. 9:19-22

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Imikorere y'ijanabutumwa rya Daniyeli yatanguranye na … … … …*
2. *Ni mu buhe buryo butatu abasore b'Abaheburayo babwirizwa kwiga imico y'I Babuloni?*
3. *Sigura impamvu Daniyeli na bagenzi we bari abantu bubaha Imana.*
4. *Kari akahe kamaro ko kuronswa amazina y'I Babuloni kuri bo?*
5. *Ni gute ibi vyagize ingaruka mu buryo Abanyababuloni babona Imana y'abo basore?*
6. *Imana itegerezwa kwerekanwa mu mico … , atari mu …*

# Igice ca III

## Uguhangana kw'Ubushobozi nk'Uburyo bw'Ijanabutumwa -1-

*Intangamarara*

Uguhangana kw'ubushobozi ni uguhangana hagati y'Imana n'imana z'amahanga. Akenshi umwansi ni we atanguza uku gushwana, ariko si imisi yose. Ibivamwo uko biri kwose, ntivyigera bitera amakenga. Imana ntiyigera itsindwa na rimwe. Impamvu uku guhangana kw'ubushobozi kubaho ni mu nzira zibiri: kugira ngo abantu ('isi yose') bamenye ko Uhoraho ari Imana kandi ko ata yindi boyibangikanya. Mu yandi majambo: uguhangana kw'ubushobozi ni kimwe mu bikoresho Imana yashizeho kubwo abajanabutumwa bayo, mw'Isezerano rya Kera no muri Risha.

Muri iki gice ndatanga uburorero bwinshi, ariko hariho n'ubundi bwinshi. Iciyumviro ni ukumenya ko bishoboka ko wewe, nk'umujanabutumwa, ushobora gutoranywa n'Imana kuba umuntu w'umukinyi ngirakamaro nk'umuserukizi w'Imana muri ukwo guhangana. Hafi imisi yose uku guhangana kwama kuba mu bihe vy'imbibe z'ijanabutumwa.

Soma inkuru zimenyerewe za Mose & Farawo, Amaleki, Balamu, inkuru zimwe zimwe muri Samweli n'Abami, Daniyeli na bagenzi we co kimwe n'iya Esiteri & Moridekayi mu muco mushasha: umuco w'ijanabutumwa kw'isi!

### *1. Mose & Farawo*

Ijambo 'uguhangana kw'ubushobozi' ntiriboneka muri Bibiliya. Ni ijambo ryo mw'ijanabutumwa dukoresha kugira ngo twerekane amanama yatangujwe n'Imana canke n'abantu hagati yayo n'ubushobozi buke buyirwanya, bwiyita imana. Muri ukwo guhangana, Imana Ishobora vyose yama itsinda imisi yose. Uku guhangana kubaho mu gihe n'umwanya, mu bibanza aho Ubwami bw'Imana bugira busubize inyuma ubwami bw'umwiza. Aho ni ho Icigwa c'ijanabutumwa kw'isi kigaragarira.

Ibi biranezereye, ariko mu gihe abakozi b'abantu bahindutse ibikoresho Imana yatoranije kugira ngo bakore ukwo guhangana kw'ubushobozi – nk'uko vyama biri – bishobora kuba uburambe buteye ubwoba kuri bo. Ubwa mbere, Mose yagerageje incuro zitanu guhunga ico cubahiro.[301]

Ivyago vyerekana ibihano ku mana zo muri Egiputa.[302] Kuva mu ntango zo guhangana, Mose atumwa kwa Farawo guhagarara imbere yiwe nk'Imana.[303] Aha ni ho tubona inkomezi nkuru za mbere, zikoreshwa n'abantu igihe uguhangana kw'ubushobozi kwaba. Abantu baserukira umwansi bari Yane na Yambure.[304] Bagerageje kurwanya Mose na Aroni incuro zine.[305] Aba bapfumu b'Abanyegiputa bagerageje kwigana ibitangaza Mose yakoze incuro zitatu, ariko kuva ku ncuro ya kane no kubandanya barabonye ko ataho bahuriye n'Imana ya Isirayeli.

Ivyago vyari bitegekanijwe muri kamere kavyo ku buryo vyatera canke vyasuzugura imana imwe canke nyinshi mu mana z'Abanyegiputa, gutyo bikerekana ukutubaha Imana kwabo ugereranije n'Imana imwe nyakuri. Mu bikorwa vy'Imana, Mose yateguye imishwano hagati y'Imana n'umurwanizi, hagati y'Imana n'imana.

Muri Egiputa uruzi Nili rwarasengwa nk'imana y'ubuzima n'uruvyaro. Kuri iyi mana abana b'abahungu benshi b'Abaheburayo baratanzweko ikimazi.

---

301 Kuv. 3:11,13; 4:1,10,13
302 12:12b
303 7:1 (Igiheburayo: 'Elohim')
304 2 Tim. 3:8
305 Kuv. 7:8-12, 16-22; 8:5-7, 16-19

Igihe Imana ikubise iyo mana (yitwa Hapi), amaraso y'aba bana yaruzuye.[306]

Amazi yahindutse amaraso (icago *ca mbere*). Abanyegiputa kandi barasenga amafi atandukanye, kandi kubera ko imana ya Nili yakubiswe, igihano caje no kuri aya mafi yubashwe, arapfa.

Icago *ca kabiri* (ibikere) cateye imana y'izuka' Heka (canke Heketi, yari ifise ishusho y'igikere) gutyo congera gihana ugusenga kw'igice ca kamere.

Seti, se w'imana mw'iteraniro ry'ivyo idini ry'Abanyegiputa n'umurinzi w'umwimbu, yakubitiwe mu cago *ca gatatu* (imibu).

Icago *ca kane* (ibibugu) cahanganye n'imyizerere ivuga ko ibibugu bifise ubushobozi bwo kugwira no kurema. Kubwo ivyo nta muntu n'umwe yica ibibugu. Hano igihano catangajwe kuri Beyezebuli ('Umukuru w'ibibugu'). Hariho isano n'imana y'Abafilisitiya Bayali-zebubi[307] yahanganye na Eliya. Mw'Isezerano Risha yitwa Umukuru w'abadayimoni.[308] Ubu bwari ubushobozi bw'umwiza Mose na Eliya mu nyuma, bagwanya. Bishobora kutadutangaza (uravye isano riri hagati y'ibikorwa vy'aba bagabo bompi) ko mu nyuma tubabona basa nk'ivyabona bibiri.[309]

Abanyegiputa basenga ibikoko bitari bike, kandi kumwe n'icago *ca gatanu* (akaryama) imana y'ikimasa Apisi yarahanywe.

Ku cago *ca gatandatu* Mose, abitegetswe n'Imana, atumura amashi y'umunyota wo mw'itanure mu kirere, hanyuma utumukira ku mibiri y'abantu icika ibihute. Iryo tanure hashobora kuba hari ahantu bazana ibimazi vy'abantu ku 'mwamikazi nyina w'amajuru yo hejuru', Neyiti. Mu gutanga ibimazi vy'abantu Abanyegiputa bategerezwa kuba biyumviriye ko bashobora gukinga ibindi vyago.

Icago *c'indwi* (urubura, inkuba n'umuriro) cerekerejwe kuri Shu, imana y'ikirere hamwe na bagenzi we Isisi na Osirisi. Nta n'imwe muri zo yashoboye guhindura ikirere ngo kibe kibi.

---

306 Gereranya iki ciyumviro na Ita. 4:10, aho amaraso ya Abeli 'yatakamba ari mw'isi'
307 2 Abami 1:2
308 Mat. 12:24
309 Ivyah. 11:3-12

Icago *c'umunani* cahanye imana Seraja, yabwirizwa kurinda igihugu guterwa n'inzige. Ukwizera kw'Abanyegiputa gutegerezwa kuba kwarahungabanye cane, mu kubona nyinshi mu mana zabo zinanirwa mu 'kibuga c'ubuhinga' cabo.

Icago *c'icenda* (umwiza) casuzuguye iyari ngirakamaro muri zo: Ra, imana y'izuba. Abantu bashobora kuba baribajije haheze imisi itatu, nimba imana yabo yari yarapfuye.

Icago *c'icumi* nticari igihano ku mana; nta mugenzo n'umwe uzi ikintu ico ari co cose kirinda urupfu.

Farawo yubahwa nk'imana muri Egiputa, kandi uwo yari umuntu nyamukuru atavuga rumwe na Mose hamwe na Aroni muri uru rugamba rwo mw'ijuru. Nko mu bisanzwe intambara yose yari ihagaze ku gusenga.[310] Imana yasavye ko abantu bayo bava aho hantu bakaja kuyisenga. Farawo yaravyanse.[311] Incuro zine zose yatanze iciyumviro co kwumvikana[312] gutyo agaragaza inyifato y'ubugarariji ku Mana. Imana ntiyigeze yemera iciyumviro na kimwe ca Farawo: nta buryo na bumwe abantu b'ivyihebe bashobora kuganira n'Imana.

Ikindi kintu kiduha kwiyumvira ni uko, ku rugezo rw'uko uguhamwa kwiyongera,[313] ukwihishura kw'Imana na kwo kuriyongera. Mu gice gikurikira Imana yiyerekana incuro zine nka 'NDIHO' kandi ivuga Ijambo ryayo ry'ubushobozi 'Nzo' incuro umunani.[314]

Biratangaje kubona Farawo yakomantaje umutima wiwe incuro zitandatu[315] imbere yuko Imana iwukomantaza incuro zine,[316] gutyo bikamwemeza mu guhitamwo kwiwe kw'ibigirankana kandi ashimitse. Uru ni uruhombo

---

[310] Kuv. 5:1; 7:16; 8:26; 9:1,13; 10:3

[311] Mu vy'ukuri Farawo ni we yasavye 'ugusenga' kw'abo baja we nyene. Ubwoba, ubuja n'ibohero ni uburyo bubi bwo gusenga, kuko bisunikira kwitondera amajambo y'abatoteza, bitabasigarije uburenganzira bwo gusenga iyindi Mana n'imwe.

[312] Kuv. 8:21 *('hano')*, 24 *('atari kure')*; 10:11 *('abagabo gusa')*, 24 *('ata mikuku n'ibiguruka')*

[313] 5:5-9

[314] 6:1-8

[315] 7:13,22; 8:11,19,32; 9:7b

[316] 9:12; 10:1,20,27

rugaragara mu maso y'abashigikiye ko watoranijwe kuzocirirwa urubanza. Imana ntiyigera irenganya, mbere no ku mwansi wayo akaze cane, kubwo gufata ingingo ku rupfu rwiwe.

Mu vy'ukuri, Farawo yari gushobora gukiza ubuzima bwiwe bwo mw'isi, iyo ataza gukora igikorwa ca nyuma c'intambara yo kurwanya Abisirayeli – aho yasoma nturi n'ingabo ziwe.

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Sigura ijambo 'uguhangana kw'ubushobozi' mu majambo yawe.*
2. *Ni izihe ntumbero zibiri nyamukuru z'uguhangana kw'ubushobozi?*
3. *Ni ubuhe bwoko bwo guhangana kw'ubushobozi bwari muri Egiputa, nk'uko vyakozwe na Mose?*
4. *Tanga akarorero k'ibi, ukoresheje icago kimwe wahisemwo.*
5. *Intambara yose yari ishingiye ku …*
6. *Ni mu buhe buryo budasanzwe Imana yavuze, igihe uguhamwa kwiyongera?*

### *2. Amaleki & Balamu*

Abandi batavuga rumwe na Isirayeli ni Amaleki na Balamu. Abantu bari bavuye muri Egiputa bigoranye igihe Amaleki yaseruka. Umuntu arashobora guharira avuga ko bitoba ari vyiza kwita iyi ntambara iy'umubiri y'ingabo zihanganye n'ingabo z'uguhangana kw'ubushobozi kuko ubwoko bwayo butari ubwo mu mpwemu gusa. Ariko rero, naho bitari kuba ivyago vyo muri Egiputa, nubwo ibi vyari bifise umushinge w'ivyo impwemu, ivyavuyemwo vyari ivy'umubiri cane rwose. Tuzobona iyi ngingo kenshi mu kindi gihe c'uguhangana kw'ubushobozi. Rero, reka turabe Amaleki na Balamu.

Muri Egiputa, Isirayeli yari akagwi k'abaja batazwi; igihe bariko baragendagenda mu bugaragwa bahindutse ihanga rikomeye. Intumbero nyamukuru y'Imana kuri Isirayeli yari iyo kubatandukanya n'amahanga abakikuje,[317] bafise intumbero: kwibuka izina ry'Imana urunganwe ku rundi, kumenya ko ata wuhwanye n'Uhoraho kandi ko isi ari iy'Uhoraho.[318] Isirayeli yategerezwa kumenya Imana cane, kugira ngo iyimenyekanishe mu mahanga ayikikuje.

Imvugo ya mbere yerekana itandukaniro rya Isirayeli inyuma y'ugutandukana na Egiputa ni intambara na Amaleki[319] — intambara yo *kuva ku runganwe uja ku rundi.* Amaleki yari umwuzukuru wa Esawu[320] kandi yaba muri Edomu. Yari urunganwe rwa gatatu urwo Imana yanka kubwo kutayitaho no kutayumvira.[321] Imana yongeye kuvuga Amaleki mu Gusubira mu Vyagezwe, aho yibutsa Isirayeli kutazokwigera ireka intambara yo kurwanya abo bantu.[322] Mu nyuma cane, umwami wa mbere wa Isirayeli, Sawuli, yananiwe muri iki gikorwa.[323]

Kuv. 17 herekana 'uburyo bwo kurwanya Amaleki' ari we agereranywa na kamere k'umubiri, nk'uko Esawu yari. Ibi bishikwako no gusenga, nk'uko tubona kuri Mose yamanika amaboko mw'ijuru kandi agashigikirwa na Aroni hamwe na Huri. Imana itangaza 'intambara yayo yo kurwanya Amaleki urunganwe ku rundi' kuko

---

317 Kuv. 19:5,6
318 3:15; 8:10; 9:14,29; 10:2
319 17:8-16
320 Ita. 36:12,16
321 Mal. 1:3; Rom. 9:13. Raba kandi igice ca I # 2, 6, 9, 11 & 12
322 Gus. 25:17-19
323 1 Sam. 15

uwizera *wese* abwirizwa kurwanya kamere kiwe k'umubiri ubuzima bwiwe *bwose* – ariko Imana yiwe ni wo mwunganizi wiwe muri iyo ntambara. Vyari guhava bidakunda ko Isirayeli ibera umugisha amahanga iyo hatabaho intango na ntoya y'intambara yo kurwanya Amaleki.

Niko bimeze mw'ishengero ryo muri iki gihe: ntirizokwigera ribera umugisha amahanga igihe intambara yo kurwanya umubiri n'icaha idafashwe nkama; eka kandi nta n'umwe ananirwa muri aka karere, aba umugisha.

Ukundi guhangana kw'ubushobozi Isirayeli yagize mu bugaragwa turakubona mu nkuru ivuga kuri Balamu.[324] Irimwo ibintu vyo mu gihe c'Isezerano Risha, vyomenyekanye nk'intambara yo mu buryo bw'impwemu. Mu nkuru ya Balamu Mowabu yinjije Isirayeli mu ntambara yo mu buryo bw'impwemu hanyuma ica ihura n'Imana ya Isirayeli nk'umwansi akomeye. Ingaruka z'uguhura nk'uku buri gihe n'uko amahanga yize ikintu cerekeye *Imana y'amahanga*. Mu guhangana kw'ubushobozi umwansi yama rimwe na rimwe ari we abitanguza ariko yama imisi yose ari we atsindwa. Umutima w'ivyanditswe muri iyi nkuru – kandi ifise akamaro mw'ishengero – ni 'Nta burozi burwanya Yakobo, nta bupfumu burwanya Isirayeli'.[325]

Isirayeli ntiyari ifise umugambi wo gutera Mowabu ariko Abanyamowabu bagize ubwoba inyuma y'ivyo Isirayeli yakoreye Abamori bari babateye. Bifashishije uburozi kandi baha akazi Balamu w'I Aramu ngo avume abantu Imana yahezagiye.

Ni ngirakamaro gutahura mw'ijanabutumwa kw'isi, ko abansi b'Imana bazorondera gutera abantu bayo, ishengero, kugira ngo baburizemwo intumbero y'ijanabutumwa. Igihe abantu bayo baje guhezagira amahanga bazokwama bazibirwa n'umurwanizi hamwe n'abadayimoni biwe. Pawulo yarasiguye neza ko urugamba rwacu 'atari urwo inyama n'amaraso, ariko turwana n'abakuru, n'abafise ububasha n'abaganza iyi si y'umwiza, n'impwemu mbi z'ahantu ho mw'ijuru'.[326]

---

[324] Guh. 22 – 24
[325] 23:23
[326] Efes. 6:12

Umuntu wese akora ibikorwa vyo kwagura Ubwami bw'Imana akeneye gutahura iyi ntambara yo mu buryo bw'impwemu. Mu nkuru yacu turabona uburyo umwansi ananirwa mu bitero vyiwe *vyo mu buryo bw'impwemu*. Ikibabaje mu gice gikurikira kumwe no kwifashisha ivyipfuzo vy'*umubiri*, yaratsinze. Abagabo bo muri Isirayeli baguye mu busambanyi. Aho umwami w'I Mowabu, abaganwa biwe, abakuru na Balamu bananiriwe, abagore b'I Mowabu baratsinze. N'iki kandi cari iciyumviro ca Balamu.[327]

Nta burozi canke ubupfumu burwanya Isirayeli: abantu b'Imana banezerererwa n'ukurindwa kwo mu buryo bw'impwemu. Ariko aho ukwirinda gusubirijwe n'ukwinezereza, umubiri uhinduka igikoresho co kwakira ibigeragezo vy'umwansi. Ni vyo ko Mowabu yari isoko y'ikigeragezo, ariko ivyo ntivyabuza Isirayeli inshingano zayo zo kukirwanya. Niko bimeze muri iki gihe: dufise inshingano zo kurwanya ibigeragezo. Akaga abantu b'Imana bahura na ko ni ugushaka ibinezereza vy'*isi*. Isirayeli yari yaravuye muri Egiputa *mu buryo bw'umubiri*, ariko izokura ryari Egiputa mu *mitima* yayo?[328]

Isirayeli yarize ko intambara zo mu buryo bw'umubiri zishobora gutsindwa hakoreshejwe uburyo bw'impwemu (Amaleki). Basanze Imana ikinga ibitero vyo mu buryo bw'impwemu (Balamu). Barize kandi ko kutumvira ari akaga: abagabo 24.000 barapfuye inyuma y'ubusambanyi bwabo.[329] Iki cari icigwa kiboneka, igihe Imana yongera kubaburira kutivanga n'Abanyamowabu canke ngo bakurikize ibikorwa vyabo, ukwibuka bitegerezwa kuba vyaragize insiguro kuri bo.[330] Igikorwa cari ico 'gusohora, kubomora no gusambura'. Ubu turatahura igituma kunanirwa kubikora vyica. Imana ntigira nkunzi: Ntizokwigera yihanganira *abantu* bayo ku vyo ihanira *amahanga*. Balamu na we nyene, yapfiriye muri ico gikorwa.[331]

---

[327] Guh. 31:16
[328] Raba ak. 15:39b
[329] 25:9
[330] 33:50-56
[331] 31:8

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Sigura impamvu uguhangana kw'ubushobozi, nubwo ari ukw'impwemu muri kamere, gufise n'urugero rw'umubiri.*
2. *Ni iyihe ntumbero nyamukuru y'Imana ku bwoko bwa Isirayeli?*
3. *Ni ikihe kirwanishwa nyamukuru c'intambara yo kurwanya Amaleki?*
4. *Sigura impamvu intambara na Amaleki babwirizwa kuyirwana 'urunganwe ku rundi' – mu buryo busanzwe.*
5. *Ni ubuhe buryo Pawulo atwigisha bwo mw'Isezerano Risha, iyo hageze guhura na ba Balamu b'ubu?*
6. *Iyo urugero rw'impwemu rwatunganijwe, ni akahe kaga abantu b'Imana bashobora guhura na ko?*

### *3. Samweli & Abami*

Mu bitabu vya Yosuwa n'Abacamanza hariyo ibihe vyinshi aho 'umuhizi w'umusi' w'Imana yarwana intambara y'ubugororotsi kandi mu gukora uko yaba ariko arafashwa n'Imana mu buryo bw'igitangaza. Hariho uburyo kandi umuntu yoshobora gutondeka izi ntambara nk'uguhangana kw'ubushobozi, ariko rero urutonde ntirwogira iherezo; ni vyiza gushira ku rutonde izi ntambara nk'ikigereranyo c'intambara zisanzwe zo mu buryo bw'impwemu abizera n'abarongozi babo bakwiye kurwana. Kubwo ivyo, muri iki gice twisunga cane ku guhangana hagati y'Imana n'umwami w'umwansi canke imana.

Umwihwezo wacu wa mbere werekeye inkuru yo muri Samweli[332]: isandugu y'Uhoraho yafashwe n'Abafilisitiya ica ishirwa mu ngoro ya Dagoni. Ni vyo ko ata kigirwamana gishobora guhagarara imbere y'Imana ya Isirayeli: ikibumbano caguye hasi kabiri kandi abanyagihugu baragwaye cane ibivyimba. Ni uguhangana kwa mbere gutumbereye kw'ubushobozi gukomeye cane muri Bibiliya, aho hari uguhangana hagati y'Imana n'ikigirwamana, ata kwivanga kw'abantu kurimwo, ariko kandi aho abantu bize icigwa cabo neza: Imana yonyene ni yo Mana kandi imana zabo ziri hasi. Intumbero nyamukuru y'ijanabutumwa kw'isi yamye ari iyo kwereka abantu ko hariho Imana imwe rudende y'ukuri!

Inkuru ya Dawidi na Goliyati[333] ishobora gushirwa neza ku rutonde nk'uguhangana kw'ubushobozi – nubwo biboneka mu buryo bw'umubiri – : ikigatanya nticakoze ikosha gusa ryo kurwanya ubwoko bwa Isirayeli n'umwami wayo[334] ariko kandi n'Imana ya Isirayeli.[335] Ivyo vyagitwaye ubuzima kandi n'intumbero y'ijanabutumwa yari imwe: 'kandi isi yose izomenya ko muri Isirayeli hariho Imana'. Iki gikorwa co kwizera cashize Dawidi ku rutonde nk'umujanabutumwa yuzuye – inyifato tuguma duhura na yo muri Zaburi yiwe incuro nyinshi.

Mu Bami dusoma ivyerekeye uburyo, inyuma y'ugutandukana kw'ubwami bwa Isirayeli, ugusenga ibigirwamana cane kuboneka mu bice vyo mu

[332] 1 Sam. 4-6
[333] Igice ca 17
[334] 17:8-10
[335] 17:26,36,43-47

bumanuko, ku miryango cumi ya Isirayeli. Igihe umuntu w'Imana atumwe guhanura arwanya igicaniro c'ibigirwamana, yaca arwanywa n'umwami Yerobowamu I, ariko umwami akimara gutegeka ifatwa ry'umuvugishwa, ukuboko kwiwe kwaca kwuma hanyuma, asuzuguritse, yaca yinginga umuvugishwa gusenga ngo akire.[336] Muri uku guhangana kw'ubushobozi bwo mu mpwemu, Imana yariyerekanye ko isumba imana y'inyana yo mu bwami bwo mu bumanuko. Ni akarorero keza k'uburyo umujanabutumwa umwe ashobora guhagarara imbere y'umutegetsi w'igihugu cose agahangana na we mu bushobozi bw'Imana.

Uguhangana kw'ubushobozi gukomeye, kandi kugaragara cane ku rwego rw'igihugu cose, kwabaye igihe Eliya ahanganye n'umwami Ahabu hamwe n'abapfumu biwe 850 ba Bayali na Ashera ku kibazo co kumenya Imana y'ukuri iyo ari yo. Abapfumu n'imana zabo barananiwe rwose kandi Imana yariyerekanye ko Isumba bose, mu guturira n'umuriro igicaniro casutsweko amazi n'ibiriko vyose.[337] Ingaruka z'ivyo ijanabutumwa ryifuza mu Bisirayeli b'abahakanyi yari ya yindi: barasubira kwatura kandi ko Imana ya Isirayeli ari Imana imwe y'ukuri.

Mu nyuma mu Bami turabona ukundi guhangana kw'ubushobozi kabiri.[338] Umwami w'I Aramu Beni-Hadadi yateye Umwami Ahabu. Imana yashatse gukoresha aka karyo kugira ngo imuhane, ariko Ahabu ntiyigeze amenya iyi ntumbero, yashobora kubonwa gusa n'amaso yo kwizera. Nubwo Ahabu yagize uruhara rwiwe atabishatse, ubwa mbere yarabohowe[339] ariko aca ahungabanya igihano Imana yari yateguriye Beni-Hadadi inyuma y'ubwa kabiri,[340] ivyahavuye bimutwara ubuzima bwiwe.[341] Intumbero n'ubutumwa vy'izo ncuro zompi vyari bimwe: 'nawe uzoca umenya ko Ndi Uhoraho'.[342]
Mu nyuma, umukuru w'ingabo z'Abasiriya Namani amaze gukira yaheraheje avuga ati: 'Noneho ndamenye ko ata yindi Mana iriho mw'isi yose, atari mu Bisirayeli'.[343]

---

336 1 Abami 13:1-6
337 18:16-39
338 Igice ca 20
339 20:1-21
340 20:22-34
341 20:42 & 22:37
342 20:13b,28b
343 2 Abami 5:15

Inkuru ishimishije yo mu bihe vy'Abami ni, uburyo umwami w'I Ashuri Senakeribu yazingurije Yerusalemu ku ngoma ya Hezekiya.[344] Uyu mutware w'Abanyamahanga nta bwoba yari afise bwo guhangana n'ubwoko, n'umwami hamwe n'Imana ya Isirayeli, mu kuvuga ko akomeye kurusha imana z'amahanga yari yaratsinze kandi ko azotsinda Isirayeli mu buryo nk'ubwo nyene.

Yavuga ko Imana idashoboye gukiza Isirayeli, ivyo yabivuze kabiri yongera avyandika rimwe.[345] Ingaruka zavyo zari ziteye ubwoba: ingabo ziwe abantu 185,000 bishwe n'Uhoraho mw'ijoro rimwe. Senakeribu yasubiye I Ashuri afise isoni kandi abantu biwe baramenye ko Imana ya Isirayeli ikomeye kurusha imana zabo. Senakeribu yapfiriye mu maboko y'abahungu biwe haheze igihe gito igihe yariko arasengera mu ngoro y'imana yiwe, iyo biboneka ko itashoboye kumurinda.

Muri vyose, abubaha Imana bari baje muri uku guhangana kw'ubushobozi, bari bashize amanga mu kwizera Uhoraho gusa, cane cane iyo ari ikibazo c'ubuzima n'urupfu.

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Ni igiki kidasanzwe mu vyerekeye uguhangana kw'ubushobozi mu ngoro ya Dagoni?*
2. *Ni irihe kosha nyamukuru Goliyati yakoze?*
3. *Ni gute Imana yerekanye ko Isumba imana z'inyana mu Bumanuko bw'ubwami bwa Isirayeli?*
4. *Kubera iki Eliya yahanganye n'Abapfumu ba Bayali ku musozi Karumeli?*
5. *Ni igiki Namani yigiye ku gukira kwiwe?*
6. *Kubera iki umwami w'I Ashuri Senakeribu yatsinzwe?*

[344] 18:17 – 19:37; Yes. 36 & 37 mu 701 IMB.KR

[345] 2 Ngoma. 32:14-19

## *4. Daniyeli & Abagenzi*

Mu gitabu ca Daniyeli, turabona uguhangana kw'ubushobozi gutanu mw'ijanabutumwa ndenga mico nyaryo. Izina rya Daniyeli risigura 'Imana ni umucamanza wanje' canke 'Imana izoca urubanza'. Ukuri kw'izina ryiwe kubonekera mu guhangana hagati y'Imana n'ibigirwamana vy'I Babuloni. Urubanza ruboneka hagati y'ukuri n'ikinyoma mu mahiganwa atanu, mu gice ca 2-6.

Turabona *ubwa mbere* mu gice ca 2. Daniyeli yari yarahawe ubushobozi bwiharije bwo guhangana n'ibigirwamana vy'I Babuloni hamwe n'Imana.[346] Ntiyabifashe ibisanzwe, ahubwo yaciye yiyegereza abagenzi biwe nk'abafatanya na we mu gusenga gushika ihishurirwa ribaye. Barasengeye ukurokoka kwabo kandi Daniyeli yarahimbaje Uhoraho kubwo inyishu yiwe.[347]

Ishusho y'Ubwami bugiye kuza[348] ni ibuye ry'agaciro ry'ihishurirwa ryo mw'Isezerano rya Kera, imbere yo kuraba imyaka igihumbi y'amahoro iri imbere. Ririmwo ubutumwa bw'intumbero y'Imana: kuba Imana imenyekana mu mahanga yose. Igihe Daniyeli yari I Babuloni, biboneka ko umwami yifuza ukuri n'icemeza,[349] yarabironse yongera aravyizera – vy'igihe gito.[350] Imana Irubaha uwurondera w'ukuri uguhishurirwa kw'ukuri, arivyo bizanira inshingano k'uwaronse: yoba azovyizera canke hari ico yabikozeko? Nebukadineza ntiyigeze, no gushiraho igishushanyo mu myaka kanaka iheze – kubwiwe.

Ibi bitujana mu gice ca 3 mu mubatizo w'umuriro[351] ku bagenzi ba Daniyeli. Ukwihebera Imana kwabo kubonekera mu gushaka gutanga ubuzima bwabo kubwo icubahiro cayo: uguhangana *kwa kabiri* kw'ubushobozi kwatumwe n'umwami, igihe yavuga ati, 'Mbega Imana yobakiza mu maboko yanje yoba iyihe?'[352] Yahavuye abimenya vuba cane, imbere y'ivyabona vyinshi

---

[346] Dan. 2:27,28
[347] 2:17-19 na 20-23 neza neza
[348] 2:34,44
[349] 2:5,6
[350] 2:29-47
[351] Raba Mat. 3:11b
[352] Dan. 3:15

vy'igihugu cose, kuko Imana yaciye ihindura iri koraniro ribi mu kuraba ibizoba: amahanga yose, imiryango, amoko n'indimi zose bahagaze imbere y'intebe yayo.[353]

Ukwatura kw'aba bagabo gukora ku mutima: 'Ishobora kudukiza … ariko naho bitoba uko … ntitwosaba imana zawe'.[354] Gusa hamwe no kwiyemeza kubi, abajanabutumwa bashobora kurinda uko guhamwa kandi bigisha amahanga yose ko ata yindi Mana Ishobora gukiza.[355] Aba bagabo bari abantu basanzwe, ntibari abakozi. Kandi, bari abajanabutumwa b'ukuri ba karati 24 nyabo!

Mu gice ca 4 turabona uguhangana *kwa gatatu* kw'ubushobozi, kandi kw'ingirakamaro kuko amahanga yose ariho ari. Nebukadineza yari yize icigwa ariko ntiyacubahiriza; amajambo yiwe vyari ibikorwa vyo ku munwa gusa ku Mana; yaguma yihesha icubahiro mu mutima wiwe.[356] Yaburiwe mu nzozi, zasobanuwe na Daniyeli, yahawe umwaka wose wo kwihana – ntiyigeze awukoresha.[357]

Igitangaza cakurikiye igihe ubwenge bwa Nebukadineza bwahinduka nk'ubwo igikoko imyaka 7, ni uko yasubijwe mu bwami, ashirwa hejuru cane kurusha ubwa mbere; ivyashimangiye amajambo yavuzwe na Daniyeli ubwa mbere:[358] 'Ni we ashiraho abami kandi akabakuraho'. Hanyuma Nebukadineza yavuze ukwatura gukomeye,[359] ukwa nyuma twumva kuri we. Imana yamugiriye neza amaze guhishura ukuntu Isumba Vyose, kandi Imuha n'amahigwe menshi yo kwihana ubwibone bwiwe. Biboneka ko Nebukadineza atigeze akomantaza umutima ku rugezo rw'uko Farawo yakoze; yarigishijwe, asubira inyuma, arihana hanyuma aragarukanwa. Co kimwe n'abizera bamwe bamwe, barabishaka, ariko bafise ubunebwe bwo kurondera inzira y'Imana.

---

353 Ivyah. 5:9 & 7:9
354 Dan. 3:17,18
355 3:29
356 4:1-3,30
357 4:27-29
358 4:36; Gereranya Dan. 2:21 na 4:17,25,32
359 4:34b,35,37

Mu gice ca 5 turabona ko ku mpera y'ubuhungiro, mw'ijoro rya nyuma ry'ubwami bwa Babuloni, Imana na Daniyeli basubiye kwibagirwa. Daniyeli ubu yari afise imyaka irenga 80 kandi gusenga ibigirwamana vyari vyakwiragiye. Ihishurirwa ry'Imana riraseruka ubugira kandi, rimenyesha igihano ku mutware yobaye yarakoresheje ukumenya ivya kahise mu kwubaha Imana Isumba Vyose, ariko yahisemwo kutabikora;[360] kubwo ico gihano ni co catumwe Babuloni itwarwa n'Abamedi hamwe n'Abaperesi.

Umutwe w'inzahabu wasubirijwe n'igikiriza hamwe n'amaboko y'ifeza, nk'uko Daniyeli yari yaravuze ubwa mbere.[361] Kwari uguhangana kw'ubushobozi kudatumbereye neza: imana z'ibintu n'Iyisumba Vyose:[362] uku kwari ukubonana Kwayo kwa nyuma n'ugusambagurika kwa Babuloni.

Mu gice ca 6 turabona uguhangana *kwa gatanu* kw'ubushobozi. Inzigo y'abagenzi ba Daniyeli yarwanije ubushobozi bw'Imana bwo kumukiza, ivyahavuye bibatwara ubuzima bwabo; nta n'umwe ashobora kugereranya Imana n'imana z'abapagani hanyuma ngo abeho.[363] Uguhura kwa mbere hagati y'Imana n'ubwami bushasha vyakanguriye umwami kwatura neza, bisa n'ivya Nebukadineza. Iki cari icabona gikomeye cane mu mahanga yose.[364] Imico ya Daniyeli na bagenzi we bo mw'isi birerekana itandukaniro rikomeye cane. Ugutegurwa kwa Daniyeli kwubaha Imana ubuzima bwiwe bwose kwatumye akwiza ibisabwa vyo kurongora; bitandukanye na bagenzi we buzuye inzigo, inzara y'ubutegetsi no kwigungirako. Co kimwe, abagendana na Kristo nabo bazoganzanya na We mu nyuma[365] mu gihe abatware bo muri iki gihe batubaha Imana batazosubira kugira ubushobozi kandi.

Mu 539 IMB.KR, ubwami bwa Babuloni ntibwasubiye kubaho. Umugororotsi umwe wenyene yari asigaye yari Daniyeli. Mu bihe biri imbere, imikorere y'isi yo gusenga ibigirwamana, yitwa Babuloni mu Vyahishuriwe Yohana, izorangira neza. Daniyeli n'Ivyahishuriwe Yohana ni ibitabu vy'uguhangana kw'ubushobozi, aho Imana isangangura imana.

---

360 5:2-6; 11,12; 22-28
361 2:32,39
362 Gereranya 5:4,23 na 5:18-30
363 6:20,24
364 Gereranya Dan. 2:47; 3:28,29 na 4:49 na 6:25-27
365 7:18,22b,27; Ivyah. 3:21 & 20:4b,6b

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Sigura impamvu izina rya Daniyeli ryerekana kamere k'igikorwa ciwe.*
2. *Inzozi za mbere za Nebukadineza zerekanye ukuri ukuhe kuri imbere?*
3. *Ni ubuhe butumwa bwo kwizera no kwatura kw'abagenzi ba Daniyeli igihe bahura n'itanure ry'umuriro?*
4. *Erekana itandukaniro riri hagati ya Farawo na Nebukadineza.*
5. *Erekana itandukaniro ry'imico riri hagati ya Daniyeli na bagenzi we, kandi mu muco w'ibihe bizoza.*
6. *Mu gihe ca Daniyeli Babuloni bwari ubwami. Babuloni izoba iki mu gihe c'iherezo?*

## *5. Esiteri & Moridekayi*

Inkuru ya Esiteri itandukanye n'izindi, kuko nta gikorwa c'ijanabutumwa gitumbereye cariko kiraba; icari kibangamye hano kwari ukurokoka kwa kirya gice c'ubwoko bw'Imana[366] bwari bwananiwe kugaruka inyuma yaho ubuhungiro buheze.[367] Turabona ko n'abitiriwe igice c'ubwoko bw'Imana bo mw'isi bacigina ubwizigirwa n'ukurindwa kwayo mu maso y'umwansi akomeye.

Iki gitabu, aho Imana itavuga mu buryo buboneka – mbere n'Izina ryayo ntirivugwe – carakunze kuganirwako kenshi kubwo ukuri kwaco. Nta na hamwe kivugwa mw'Isezerano Risha. Kubwo ivyo bamwe baharira bavuga ko gishobora kuba kitemewe n'amategeko. Abandi babona ko hano dufise ibuye ry'agaciro ry'igitabu, ryerekana icigwa nyamukuru ca kera c'ubwoko bw'Imana bubangamiwe kandi agakiza kariko karatangwa n'ukutaboneka Kwayo. Kubera iki Itaboneka muri kirya gihe? Muri Tora dusoma ngo: 'Ico gihe ni koko nzobahisha mu nyonga hanje, ndabahoye ibibi vyose bazoba bakoze vyo guhindukirira izindi mana'.[368]

Abayuda, bari basigaye mu Buperesi inyuma yaho umugwi wa mbere ugarukaniye na Zerubabeli, bashobora gufatwa nk'abo mw'isi cane. Bari borohewe mu gihugu cabo c'ubuhungiro kandi rishobora kuba ryabaye ihungabana, ryatewe na Hamani ryabateye kwiyumvira kw'izina ry'idini ryabo hamwe n'Imana yabo. Yo, inyuma y'ivyariko biraba, yari yashize ibikoresho Vyayo vy'agakiza mu gihe gikwiye. Nk'ivyo, twovuga ko igitabu cuzuye ivugabutumwa muri kamere. Esiteri ni akarorero k'umujanabutumwa yagize ikibazo co kwemera ko ari we. Iyo atahaseruka, igice ca kabiri c'igitabu ciwe, igice ca kabiri ca Ezira n'ica Nehemiya vyose vyohavuye bitandikwa, iyo Abayuda barandurwa n'ihonyabwoko ryari ryateguwe na Hamani.

Abantu bari bagize ubwoba bwo kuzimanganira mu biganza vy'uyu mubi, bakijijwe n'imikorere y'igitangaza c'Imana yakoranye n'abantu babiri, nubwo bari abasanzwe, bari bafise inyifato ikomeye: Esiteri na inarume Moridekayi.

---

366 Hagati ya 479 na 471 IMB.KR

367 Inyuma y'icagezwe ca  Kuro mu 539 IMB.KR

368 Gus. 31:17,18

Esiteri, mu gihe ciwe c'ubwami, yarize kudakunda ubuzima bwiwe, ahubwo yize kwitegura kubutangira ubwoko bwiwe. Amajambo yiwe yabaye ay'akarorero: 'Nimba mpfa, mpfe'.[369] S'uko vyari bimworoheye.

Yabwirizwa gukangurirwa na Moridekayi ko kumbure icamwimitse kuba umwamikazi kwari ukugira ngo aze aseruke 'mu gihe gisa n'iki'.[370] Yabwirizwa kwemera ko umugambi w'Imana mu buzima bwiwe wabayeho, nk'uko hariho umwe kuri buri wese muri twebwe: 'Kuko turi ibiremwa vyayo, twaremewe muri Kristo Yesu ngo dukore ibikorwa vyiza, ivyo Imana yateguye kera ngo tubigenderemwo.[371]

Iki gitabu kizogira insiguro nyinshi kuri twebwe mu buryo bw'impwemu niyo twatahura insiguro ngereranyo y'abantu bari muri co. Ibi vyerekana abantu nyakuri bari muri co: '… igitutu c'ivyiza bizoza, bidafise ishusho bwite y'ivyo vyiza …'.[372] Ingereranyo ntishobora kuba ukuri mu buryo buramvuye. Gusa iyo ngingo yo kugereranya, yatanzwe mw'Ijambo ry'Imana, yizewe nk'icigwa co mu buryo bw'impwemu.[373]

*Umwami Ahasuwerusi* agereranywa n'Imana Data, atunze cane kandi aganza ubwami bukomeye cane bwo kw'isi, kubwo ubuntu bwinshi aramvura inkoni yiwe ku wo yakunda kandi yari yashize mu cubahiro c'ubwami.

Umugore wiwe, *Umwamikazi Esiteri*, agereranywa n'ishengero janabutumwa ry'ukuri ryatahuye igikorwa caryo co gukiza abantu ryari ryagenewe gupfira, gusengera, kwisonzeshereza no kwingingira umwami.

Esiteri yari yashizwe mu kibanza c'uwahoze ari *Umwamikazi Vashiti*, yari yanse kwumvira icifuzo c'umwami camusaba kwerekana ubwiza bwiwe imbere y'abaserukira ibihugu. Agereranywa n'ishengero ry'ikinyoma ryatakaje ishaka ryayo njanabutumwa, mu kuba akarorero ku mahanga. Muri ubu buryo rishobora kandi kubonwa nk'ikigereranyo ca Isirayeli, ibuzwa kuba mu buhungiro kubwo kutumvira kwayo.

---

369 Esiteri 4:16
370 4:13,14
371 Efes. 2:10
372 Heb. 10:1
373 B. J. Bailey, *Esther,* Ikigo ca Heburoni, Benoni, Afrika y'Epfo,1996a:6

*Abahanuzi indwi* ku mwami[374] bagereranywa na Mpwemu Yera, bitwa kandi Impwemu Indwi z'Uhoraho.[375]

Biroroshe kumenya *Hamani* nk'ikigereranyo ca Satani yigeze gufita ikibanza kidasanzwe mu bwami bwo mw'ijuru ariko yahindukiye kurwanya abantu bo hejuru ba Shebuja wiwe – ikiremwa muntu – kubwo inzigo nyinshi.

Uwahohotewe n'inzigo ya Hamani ni *Moridekayi* – ikigereranyo ca Yesu Kristo – yatsinze umwansi wiwe hanyuma aragwa ikibanza ciwe nk'umuntu wa kabiri muri sentare y'ibwami. Yakanguriye Esiteri gukiza Abayuda hanyuma aca aba uwutumye Esiteri; bitwibutsa amajambo ya Yesu: 'Nk'uko Data yantumye, ni ko nanje ndabatumye'[376]: 'mu gihe gisa n'iki'.[377]

Uku kwari uguhangana kw'ubushobozi kuboneka, ariko ibivugwamwo vyari bitandukanye n'ivyatanguye kuko Hamani, aserukira umwansi ataboneka, yaciye ahagarikwa igihe yagerageza gukora ihonyabwoko kuri Esiteri hamwe na Moridekayi, baserukira Imana itaboneka, icecetse, ariko Yahavuye Iba Iyatsinze irushanwa. Umurwanizi yafashe iya mbere mu guhangana n'Imana – aratsindwa. Bishoboka ko iri hungabana mu Bayuda ryatumye bagaruka I Yerusalemu mu mugwi wakurikiye urongowe na Ezira, inyuma y'imyaka 15?

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Ni ikihe cigwa nyamukuru muri rusangi c'ukuri tubona mu gitabu ca Esiteri?*
2. *Twobona gute ko Esiteri yagize ikibazo co kwemera uruhara rwiwe rw'umujanabutumwa?*
3. *Mu nyuma, ni ayahe majambo yerekana neza ko Esiteri yahavuye yiyegurira rwose umugambi w'Imana n'ubuzima bwiwe?*
4. *Ni nde twoshobora gufata nk'uwatumye Esiteri?*
5. *Sigura insiguro y'ikigereranyo ca Esiteri, Moridekayi na Hamani.*
6. *Ni igiki cabaye, inyuma y'imyaka 15, coba catumwe n'iki gice muri kahise ka Isirayeli?*

---

374 Esiteri 1:13,14
375 Yes. 11:2; Ivyah. 1:4
376 Yoh. 20:21
377 Esiteri 4:14

# Igice ca IV

## Ijanabutumwa & Igihe c'Iherezo -1-

*Intangamarara*

Isano riri hagati y'ijanabutumwa & igihe c'iherezo ni ryinshi: *ubwa mbere,* nubwo Ubwami bw'Imana bwatanguye haheze imyaka 2.000, ntiburashika neza ku ndunduro. Mu yandi majambo, turacarindiriye ko bigaragara kw'isi hamwe n'ukugaruka kw'Umwami wacu Yesu Kristo. Ijanabutumwa ni irya kabiri ku musi w'iherezo wo muri iki gihe, rizoherera mu bwami, hanyuma rice ribonekera bose.

*Ubwa kabiri*, Yesu, ariko aravugana n'abigishwa biwe, yafatanije kuvuga Ubutumwa Bwiza bw'Ubwami kugeza ku mpera y'isi, n*'iherezo* (ry'iki gihe).[378] Mu yandi majambo: mu gihe Igikorwa Gihambaye Twahawe kitararangira, ntituzobona ukugaruka kwiwe, nk'uko bene se na Yosefu batari kwongera kubona mu maso hiwe ukundi, kiretse bazanye Benyamini, umuhererezi wabo.[379]

*Ubwa gatatu,* abantu benshi ntibabona umusuniko w'igihe c'iherezo inyuma y'ijanabutumwa ryisunga ivya Bibiliya, cane cane mu mico myinshi yo mu Bihugu biri mu Nzira y'Amajambere. Iki gice kigerageza kugufasha kurushiriza kumenya impamvu zishingiye ku gihe kizoza inyuma yo gukora ijanabutumwa kw'isi.

*Ubwa nyuma,* ishengero ririko rirasunikirwa gusenga 'Urakaza, Mwami Yesu, Urakaza!'[380] None, ntiryokwifuje rero Umukwe waryo, ahubwo ryomwitegurira kuza vuba cane hashoboka, mu gukwiza ivyo Asaba?

Inzira z'ibice bibiri kuri bitanu vyanditse muri iki cigwa ubisanga mu gice ca II B.

[378] Mat. 24:14
[379] Raba igisomwa ca nyuma c'igice ca I/12
[380] Ivyah. 22:17,20

### *1. Kuvayo*

Ijanabutumwa kw'isi rirondera kwihutisha ukugaruka kw'Uhoraho hamwe no kwigaragaza kw'ubuntu bw'Ubwami bwiwe kw'isi. Hariho kandi ihuriro ritumbereye hagati yo gukora ijanabutumwa kugira ngo tubone iterambere ry'Ubwami mu bushobozi, hamwe n'abakozi baryo kw'isi bazobabazwa no kubona rirangiye. Kubwo ivyo, iki gice kandi kigamije guterera mu gutegura ishengero muri rusangi n'abajanabutumwa vy'umwihariko kubabazwa kubw'Umwami, igikorwa ciwe n'Ubwami.

Ni yo mpamvu uzosangamwo ibibazo cumi muri iki cigwa: bitanu muri iki gitabu n'ibindi bitanu mu ca gatatu. Ubu dutangurira ku gitabu co Kuvayo, kandi cane cane dusuzume ingaruka ziterwa n'igihe c'iherezo z'ivyago vyabaye muri Egiputa.

Birakenewe kuraba ishusho y'ivyago yagutse yo muri Bibiliya. Nitwatahura insiguro y'igihe c'iherezo yo mu Kuv. 5-12 tuzosoma inkuru y'ivyago mu mwihwezo utandukanye ariko utunze, bivuye ku rwego rwa kahise gasanzwe gushika ku rw'ubuvugishwa, ariko kandi butarashika. Rero biba ivy'ingirakamaro gakomeye cane ku bwoko bw'Imana kw'isi yose muri iki gihe, co kimwe n'ingeso zabo mu migenderanire y'isi n'inyifato zabo zo kurangiza ijanabutumwa kw'isi.

Hariho rwose isano riri hagati yo gucungurwa kwa Isirayeli muri Egiputa mu gihe ca Mose[381] no gucungurwa kwa nyuma kw'Ubwoko bw'Imana mu gihe c'iherezo. Hariho kandi isano riri hagati y'amarushwa akomeye ataraza, n'ivyago vyateye Egiputa. Ntidushobora kuja muri vyinshi mu bijanye n'ibi bintu, ariko hariho bikeyi bikenewe kuvugwa kugira ngo dusobanukirwe ibintu vy'akamaro vyavugishijwe mu Kuvayo.

Ingingo *ya mbere* idasanzwe ni uko nk'uko ugucungurwa kwa Isirayeli kwari kwegereje, ubwa mbere ibihe vyabo vyarushirije kuba bibi cane.[382] Ubuja bwabo bwabaye amarushwa yuzuye. Yesu yavuze ko ibintu nk'ivyo bizoba ku bantu biwe mu bihe vy'iherezo.[383]

---

[381] Nko mu 1447 IMB.KR
[382] Kuv. 5
[383] Mat. 24:21,22

Ingingo *ya kabiri* igizwe n'ibihe bibiri aho dusoma ko ivyago nk'ibi 'bitigeze bibaho muri Egiputa aho ha mbere, kandi ntibizokwongera kubaho ukundi'.[384] Ibi bitwibutsa uburyo Yesu yerekanye amarushwa akomeye yo mu bihe vy'iherezo.[385]

Mu kibanza *ca gatatu* turabona ko *inyuma* y'aho ivyago bibereye, ugucungurwa kwa nyuma kw'Abisirayeli kwaciye kuba igihe baviriye muri Egiputa. Ntibavuyeyo ivyago bitaraba canke biriko biraba.

*Iya kane,* mu gitabu c'Ivyahishuriwe Yohana turabona igikorwa c'ivyabona bibiri, bitwibutsa ibikorwa vya Mose na Eliya.[386] Bompi babonetse ku musozi wo guhindukirako kugira ngo bavugane na Yesu ku vyerekeye ukugenda Kwiwe (Ikigiriki: *ἔξοδος*, Kuvayo), ivyo yari agiye gushitsa I Yerusalemu.[387] Mose yabonetse mu gihe gikomeye (amarushwa ya Isirayeli muri Egiputa, imbere gato yo Kuvayo), kandi yongeye kuboneka mu gihe gikomeye mu buzima bwa Yesu (imbere y'amarushwa yiwe, yatanguriye ukuva mu rupfu kwiwe). Ubwa nyuma[388] aboneka mu gihe gihambaye c'amarushwa akomeye, imbere gato yo kubohorwa kwa nyuma kw'Ishengero.

Ingingo *ya gatanu* turabona mw'isano riri hagati y'indirimbo ya Mose mu Kuvayo n'ico igereranywa mu gitabu c'Ivyahishuriwe Yohana.[389] Kuba ivyanditswe mu Vyahishuriwe Yohana vyitwa 'indirimbo ya Mose', bica bihuza ibisomwa bibiri mu buryo butanga ubuvugishwa bujanye n'inkuru yo Kuvayo.

*Ingaruka* ni uko, ibizokurikiraho mu Vyahishuriwe Yohana bironka uburorero muri kahise k'ivyago vya Egiputa. Uko guhura kw'ivyanditswe si giturumbuka; kubwo ivyo ivyo bisomwa vyompi bikeneye gutahurwa nk'uko vyuzuzanya kandi nk'uko buri kimwe gisigura insiguro kanaka ziramvuye zuzuye.

---

384 Kuv. 10:14; 11:6
385 Mat. 24:21
386 Ivyah. 11:5,6
387 Luka 9:31
388 Azoba ari umuntu igikorwa ciwe gisa cane n'ica Mose, ariko *si ukwongera kuvuka kwa Mose* – kubera ko Bibiliya itigisha ibintu nk'ivyo
389 Gereranya Kuv. 15 na Ivyah. 15:3,4

Nk'uko vyavuzwe, Isirayeli yari ikiri *muri Egiputa*, *ntiyari bwaje hanze ya Egiputa*, igihe ivyago vyatera igihugu cose.

Ingingo *ya gatandatu* iravyerekana, kuko ibihe *bitanu* vyose Imana yaravuze iti: 'Nzokora ikintu gitandukanye ku gihugu c'I Gosheni' (aho Isirayeli yaba).[390] Ntidushobora kuvuga tudakekeranya ko Isirayeli itagize ingaruka ku cago na kimwe, ariko ntibivugwa ko bayigize; mu gihe c'ibi bihe bitanu, kuvuga ko *batagize* ingaruka bisa nk'ibishiraho ingingo yuko *Imana Irinda ubwoko bwayo hagati y'amarushwa* iteye abandi. Nimba iyi ngingo yashizweho mw'Isezerano rya Kera, bisa nk'uko ata mpamvu yotuma idakoreshwa mu gihe c'iherezo no mw' Isezerano Risha.[391]

Izi mpari zose zisa nk'uko zivuguruza inyigisho zo mu kinjana ca 19 zivuga ku kuduzwa kw'Ishengero *imbere* y'amarushwa, nk'uko vyari vyitezwe kandi vyavuzwe na benshi. Isirayeli, ubwoko bw'Imana bwa kera ntibwari bworohewe gusohoka. Na Yesu ntivyamworoheye. None, kubera iki tweho?

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Sigura isano riri hagati y'igihe c'iherezo n'ijanabutumwa kw'isi.*
2. *Sigura isano riri hagati yo guheza Igikorwa Gihambaye Twahawe n'imibabaro.*
3. *Sigura isano riri hagati y'ivyago vya Egiputa n'amarushwa akomeye azoza.*
4. *Ni izihe mpamvu zitandatu usanga mu vyanditswe, igituma hariho ihuriro rikomeye hagati y'inkuru yo Kuvayo n'ibihe vy'iherezo?*

---

390 Kuv. 8:22; 9:4,26; 10:21-23; 11:7

391 Ivyah. 3:10 kenshi hakunze gusigurwa nk'uko 'kwirinda' vyosigura 'gukuramwo'. Ijambo ry'ikigiriki *τήρέώ*, tereoo, uko biri kwose, risigura 'kurinda, kwitwararika' canke 'kuguma uri maso' – ahubwo biboneka ko bivuga ibinyuranye n'iyo nsiguro

### *2. Yesaya*

Ubu naho turaba ibintu bimwe bimwe vy'igihe c'iherezo mu gitabu ca Yesaya, kugira ngo tumenye akamaro kavyo mw'ijanabutumwa kw'isi.

Abavugishwa bafatira ikibazo c'ijanabutumwa kw'isi ku ntambwe ndende cane. Nk'uko Itanguriro ryerekanye ko ari umushinge w'ibitabu bikurikira, ni ko Yesaya na bagenzi we berekanye ibikoresho vyubaka mu ruhande rw'ubuvugishwa.

Izina rya Yesaya (risigura ngo 'Yehova ni Agakiza') rimugira umujanabutumwa nyakuri: umuntu yatumwe n'Imana[392] kumenyesha ugucungura kwayo Isirayeli n'amahanga. Igitabu ciwe gifise amabara menshi: harimwo ibintu vy'igihe c'iherezo bivuga ivyerekeye ibihe vy'iherezo, Imyaka Igihumbi n'Ijuru Risha n'Isi Nsha. Harimwo ubuvugishwa bw'igihano, bimwe bifitaniye isano n'ibihe Yesaya yabayemwo, n'ibindi bitaraza kw'iherezo ry'iki gihe. Amahuriro amwe amwe n'igitabu c'Ivyahishuriwe Yohana afasha gutahura igihe umuvugishwa ariko aravuga.

Yesaya akoresha imvugo, zerekana ko atavuga imisi yiwe (canke atari igihe kiri imbere cane) gusa, *ahubwo avuga ku vyerekeye igihe kizoza kuri twebwe*. Na zo ni: 'Mu misi y'iherezo'; 'Kuri uwo musi'; 'Ico gihe'; 'Mu misi izoza' na 'Umusi w'Uhoraho'. Iyo tubonye ibi, dukeneye kumenya ko avuga ibizoza kuri twebwe.

Hariho imigwi ibiri mikuru mikuru: *umugwi wa mbere* w'ubuvugishwa bw'igihe c'iherezo uvuga ku rubanza rw'Imana kw'isi hanyuma n'*uwundi* uvuga ku *migisha* Imana yategekanirije abayo *inyuma* y'urwo rubanza. Nubwo uyu mwanditsi yizera ko hashizweho ubwami bw'imyaka igihumbi bw'amahoro y'isi yose buganzwa na Kristo, hamwe n'Ishengero Ryiwe Ryubashwe kw'isi inyuma y'ukugaruka kwiwe nk'umuntu kandi ari mu mubiri, hazokurikirwa kandi n'ikindi gihe Bibiliya yerekana nk'uko ari 'Ijuru Risha n'Isi Nsha', ariko hariho abandi bizera gusa ivyo vya nyuma. Kubwo iki cigwa, ivyo nta kamaro bifise, kuko dukwirikirana gusa ingaruka zijanye n'ijanabutumwa kw'isi, kandi ivyo bizorangira igihe amarushwa akomeye azoherera.[393]

---

[392] Yes. 6:8

[393] Yoh. 9:4 'Hazoba ijoro aho ata n'umwe azoshobora gukora'

Nimba twokworosha ikibazo cane, twoshobora kuvuga ko ijanabutumwa kw'isi rifise *igikorwa co kuburira* aho rishobora gukoresha ivyo Yesaya afise kuvuga vyose ku vyerekeye *urubanza*. Mu buryo nk'ubwo, ijanabutumwa kw'isi rifise kugira uruhara mw'iyerekwa, gutera intege no guhumuriza mu gukoresha ivyo Yesaya avuga vyose vyerekeye kazoza keza inyuma y'*urwo rubanza*, Imana yategekanirije abayikunda kandi bayumvira. Gutahura kwacu kwiyongera, igihe tubonye uburyo ubuvugishwa bwa Yesaya bugereranywa n'igitabu c'Ivyahishuriwe Yohana.

Kubera ko muri Yesaya hariyo imirongo myinshi y'igihe c'iherezo, dukwiye kwiha akarimbi mu gushira mu migwi ubuvugishwa bwiwe nk'imigisha iri imbere kandi nk'ibihano. Gufata nk'isaha imwe kugira ngo usome ibisomwa vyerekanywe, bizozana gutahura iciyumviro neza.

Umuzi w'imishwano urashobora kuba ikibazo co kumenya nimba iyi mirongo y'umugisha yoba ivuga kuri Isirayeli canke Ishengero. Ndashaka gutanga iciyumviro mvuga ko Ishengero na Isirayeli vyompi bizohabwa umugisha 'kuri uwo musi': umwe nk'abantu b'impwemu, uwundi nk'abantu basanzwe. Bazonezeranwa ata gukekeranya.

Ivyanditswe vyerekeye *imigisha* iri imbere ni:

Yes. 2:1-4; 4:2-6; 11:6-16; 12:1-6; 18:7; 19:18-25; 25:6-9; 26:1,2,19-21; 27:2-6,12,13; 28:5,6; 29:18,19; 32:1-5 (umurongo wa 2-4 ukaba ihinduka rya 6:9,10); 32:15-20; 33:17-24; 35; 40:10,11; 41:15-20,25-27; 43:18-20; 52:7-12; 54:11,12 (gereranya n'Ivyah. 21); 60:11,19,20 (gereranya n'Ivyah. 21); 61:4-11; 62; 64:1,2 (gereranya n'Ivyah. 22:17,20); 65:9,10,17-25; 66:7-24.

Soma ibi bisomwa kandi wibuke ko dukorera Imana imwe Ishoboye gutegura ibi vyose *no* kubishitsa. Nta rindi dini rifise ico ryotanga cegereye ivyo Imana idusezeranira!

Ivyanditswe vyerekeye *ibihano* ni:

Yes. 2:6-22 (gereranya n'Ivyah. 6:15-17); 5:30; 13:6,9,10 (gereranya n'Ivyah. 6:12 & 8:12); 19:16,17; 21:9b (gereranya n'Ivyah. 18:2); 22:15-19 (igihano kuri Satani); 24 (amarushwa akomeye); 27:1 (igihano kuri Satani, gereranya n'Ivyah. 13 & 17); 30:25; 34 (gereranya n'Ivyah. 16-18); 47 (co kimwe);

48:20a (gereranya n'Ivyah. 18:2); 51:6a (gereranya na Heb. 1:10-12; 2 Pet. 3:10-12 n'Ivyah. 6:14).

Gusoma *ibi* bisomwa vyose biduhuza n'ibiteye ubwoba bizotegerezwa gutangurira imigisha yavuzwe haruguru. Birahumuriza cane kumenya ko ivyago vyose bishobora kudushikako atari iherezo; iherezo rizoba ryiza cane – kandi ry'ibihe bidashira!

Tubwirizwa kwibuka ko Yesu 'kubwo umunezero yashizwe imbere Yiwe amaze kwihanganira umusaraba, asuzugura isoni zawo, maze yicara iburyo bw'intebe y'Imana'.[394] Mu buryo nk'ubwo, 'imibabaro yacu y'iki gihe ntikwiye kugereranywa n'ubwiza tuzohishurirwa'[395], nk'uko Pawulo yavuze.

Iki gishobora kuba icigwa gikuru c'igihe c'iherezo twiga kuri Yesaya: Ego, hazoba imibabaro n'imivurungano nk'uko isi itigeze ibibona. Ariko iryo si ryo herezo. Inkuru nziza n'uko turindiriye guhishurwa kwa kahise k'umuntu, iyi ndunduro ikomeye y'icubahiro: ukugaruka kwa Yesu Kristo. Ni ukuvuga: icubahiro ntagereranywa ku bana biwe *hamwe* n'ubwoba butagereranywa ku bantu bose bamwanse. Bimwe mu bikorwa vy'ijanabutumwa bigizwe no gutegura isi kuri urya Musi w'imisi yose.

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Erekana izina rya Yesaya mu bijanye n'igikorwa ciwe.*
2. *Ni ibihe bihe bitatu Yesaya arimwo mu buvugishwa bwiwe?*
3. *Ni iyihe migwi ibiri mikuru mikuru y'ubuvugishwa bwiwe bw'igihe c'iherezo?*
4. *Dukwiye gufata gute Isirayeli n'Ishengero mu bavugishwa?*
5. *Ni iyihe ndunduro yuzuye ya kahise k'isi?*
6. *Bimwe mu bikorwa vyacu vy'ijanabutumwa ni ……*

[394] Heb. 12:2
[395] Rom. 8:18

### *3. Habakuki*

Habakuki yavugishijwe mu gihe Abanyababuloni bariko baraba isi y'ubushobozi.[396] Imbere yiwe, Nahumu yari yaravugishijwe igihano kuri Ninewe n'ubwami bwa Ashuri. Ninewe imaze kugwa[397] ubwami bwa Babuloni bwabaye rurangiranwa – kugeza igihe bwatsindwa.[398] Habakuki yavugishijwe mu myaka ya mbere ya Babuloni no mu myaka ya nyuma y'abami Yosiya na Yehoyakimu. Yabayeho mu gihe ca Yeremiya kandi turabona bumwe mu bubabare bwa nyuma muri Habakuki: ukuranduka kwa Yuda hamwe n'igihano kiri imbere mu buryo bw'ubuhungiro bwavugishijwe.

*Izina* ryiwe risigura 'uwukunda n'umutima wiwe wose'. Turabona uru rukundo mu buzima bwiwe bwo gusenga: umuntu yaganira n'Imana yiwe kenshi. Kubwa Habakuki imigenderanire yiwe n'Umwami wiwe vyashize imbere igikorwa ciwe. Urukundo rwiwe ruraboneka kandi mu kwingingira abantu kwiwe babangamiwe n'igitero ca Babuloni,[399] nubwo atigeze yirengagiza ibigabitanyo vya Yuda.[400] Urukundo rwiwe ubwa nyuma rubonekera mu majambo 'naho' na 'na ho nyene,[401] akatwibutsa amajambo y'abagenzi ba Daniyeli[402] n'aba Yesu.[403] Ukwizera Imana kwacu kutubwira ko ibihe bibi atari iherezo, ariko ko Ukurengera Vyose kwayo ari ryo herezo, kandi ibizovamwo bizoba vyiza cane kurusha uko umuntu avyibaza.[404] Habakuki yabeshejweho n'ukwizera kwiwe.[405]
Amasengesho yiwe si ayo kuguma yivugana wenyene. Imana irishura mu guhishura imbono Yayo ku bibera kw'isi.[406] Biciye mu gusenga Yihishura mu nsiguro yo mu buryo bw'impwemu ku bintu bibera mw'isi.

---

396 Hab. 1:6
397 Mu 612 IMB.KR.
398 Mu 539 IMB.KR.
399 Hab. 1:5-11,12b,13b-17
400 1:2-4
401 3:17,18
402 Dan. 3:17,18 'Uhoraho arashoboye kudukiza, *ariko naho Atobikora*, ntitwosenga igishushanyo cawe …'
403 Mat. 26:39,42 'Data, asangwa vyoshoboka, iki gikombe nikindengane, *ariko, ntibibe uko jewe ngomba, yamara* bibe *uko wewe ugomba …*'
404 Hab. 3:19; Rom. 8:18
405 Hab. 2:4
406 1:5-11; 2:2-20

Turabona *insiguro y'ijanabutumwa* idatumbereye ariko y'akamaro muri Habakuki: ugukunda Uhoraho n'ubwoko bwiwe; ubuzima bukomeye bw'amasengesho, aho ivyihutirwa hagati y'Imana n'igikorwa ari ivy'ukuri; akamo ko kurwanya iterabwoba ry'ubushobozi bw'isi; ukwizigira Imana kwiwe bitagira urugero hamwe no gutahura kwiwe imigambi y'Imana iri hejuru cane y'ibihe. Hatariho ubutunzi nk'ubu bukuze bwo mu buryo bw'impwemu nta mujanabutumwa agezweho ashobora gukora neza.

Ku bijanye n'*ingingo z'igihe c'iherezo*, dusoma ko 'ihishurwa … rivuga iherezo'.[407] Aya majambo aratugabisha ko, mu vyanditswe bikurikira, vyinshi birasiguritse kurusha iherezo ry'ubuhungiro bwa Yuda.[408] Iciyongeyeko tugisanga mu murongo ko 'kumenya icubahiro c'Uhoraho kuzoba kwuzuye mw'isi, nk'uko amazi anengesereye mu kiyaga'.[409] Iri sezerano riracarindiriye gushika; ryerekana ukuza kw'Imyaka Igihumbi igihe Ubwami bw'Imana buzoshingwa kw'isi. Iciyumviro kironka ugushigikirwa mu gihano catanguye kw'isi yose[410] no kuri Satani, umurongozi w'isi y'ububi.[411]

Hariho kandi isano riri hagati ya Habakuki n'igitabu c'Ivyahishuriwe Yohana, ku bijanye n'uburyo ingeso za Babeli mu buryo bw'impwemu (atari bwa gisirikare) zerekanwa:[412] vyumvikana nk'imyidogo yerekeye imaraya y'agahebuza y'I Babuloni mu bihe vy'iherezo. Turabona ingingo zisa n'iza mbere ziri ku gikorwa, ari zo nerekanye mu ntango mw'Itanguriro, mu gice ca I/10.
Ubwa nyuma, iyo turavye igice ca gatatu– 'Zaburi' ya Habakuki – ntidushobora kwirengagiza iciyumviro c'uko yavugishijwe ku vyerekeye igihe c'amarushwa akomeye.[413] Uguhitamwo amajambo n'amashusho kwiwe birarenze cane uburyo busanzwe bw'urukurikirane rw'ivyabaye – ndetse no kwibohora bava muri Egiputa bitwikiriwe cane n'ibihano bikomeye bizoba mu gihe c'iherezo. Habakuki asa n'uwerekana 'ijoro aho ata n'umwe azoshobora gukora'.[414]

---

[407] 2:3
[408] Hisunzwe kuri 3:16b
[409] 2:14
[410] 3:6,12 bibonekera mu Vyah. 14:17-20
[411] Hab. 3:13,14 bibonekera mu Vyah. 20:1-3
[412] Gereranya Hab. 1:15-17 na 2:4a,5-12,15-19 na Ivyah. 17:1 – 19:3
[413] Hab. 3:5-15
[414] Yoh. 9:4

Pawulo atubwira ko intambara turwana atari iyo inyama n'amaraso ariko turwana n'abafise ubushobozi n'abaganza b'ahantu ho mw'ijuru.[415] Mu gitabu ca Habakuki twaramenye umunyakibi ari inyuma y'ingabo za Babuloni mu bikorwa vyabo vy'ubukoko vya gisirikare [416] n'inyifato yo mu buryo bw'impwemu.[417] Na Satani araroba abantu.[418] Imirongo myinshi yo mu gice ca kabiri[419] iratwibutsa iyerekanwa rya Satani twasomye mu bavugishwa ba mbere, aho umurongozi, mubi cane kurusha abami b'I Babuloni canke Tiro yerekanwa.[420]

Ubu buvugishwa bugufi ni igitabu c'abajanabutumwa bakorera mu misi y'iherezo. Butanga ihishurirwa ryo mu buryo bw'impwemu mu bushobozi butaboneka buri inyuma ya Babuloni, butera intege ibiganiro vy'amasengesho n'Imana kugira ngo dutahure ibimenyetso vy'ibihe hamwe no kubeshwaho n'ukwizera. Burasaba kandi icifuzo co kumererwa neza bufatiye ku munezero uri mu Mana Umukiza.

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Sigura insiguro y'izina rya Habakuki n'uburyo iyi nsiguro yiyerekana ku Mana.*
2. *Ni iyihe mico ya Habakuki ikwiye gukurikizwa n'abajanabutumwa bo muri iki gihe?*
3. *Ni ibihe bihe bindi vyo gucungura Habakuki avugishwako, kurusha iherezo ry'ubuhungiro bwa Yuda gusa?*
4. *Igihe Habakuki avuze ku vyerekeye Babuloni, yoba avuga gusa ku vyerekeye ubwami bwa politike bwo mu gihe ciwe?*
5. *Ni ibihe bintu bizoza vya kahise k'Ishengero Habakuki yerekana muri 'Zaburi' yiwe?*
6. *Ni mu yihe mirongo Habakuki yerekana Satani?*

415 Efes. 6:12
416 Hab. 1:6b-11
417 1:15-17
418 1:14-17
419 2:4a,5-12
420 Yes. 14 & Ezk. 28

### *4. Ezekiyeli*

Igitabu ca Ezekiyeli kiraryoshe kubera aho kigarukira. Yaravugishijwe ku bajanywe ari inyagano I Babuloni abo yabamwo. Yabwiye ijambo ry'Imana abantu barandutse imitima bariko baraboroga kandi babuze ababo vyongeye aka ni akarimbi ka mbere: ubukene. Akandi ni igitigiri c'iyerekwa ryo mu Vyahishuriwe yakiriye amenyesha aryohewe ko igihe gishasha, co gucungurwa burundu, ko kizoza.

Muri iki gihe cacu, turabona ko igice kinini c'Ishengero, cabayeho gihamwa, ariko kandi gikora ijanabutumwa ndenga mico ku batarashikirwa. Ishengero ry'Abashinwa ni ryo rivugwa aha: bakora kugira ngo batume abajanabutumwa 100,000 bose baciye mw'idirisha 10-40, bafise intumbero yo gushikira abo bose batarashikirwa bari mu nzira yabo.[421]

Igikorwa ca Ezekiyeli, cane cane mu ntango, ni ic'abajanywe ari inyagano b'Abisirayeli,[422] *si* ic'amahanga.[423] Yagizwe umurinzi w'inzu ya Isirayeli.[424] Ariko, mu nyuma dusoma ubuvugishwa bwinshi cane buvuga ku mahanga ku buryo tudashobora guhakana agaciro gakomeye k'ijanabutumwa ka Ezekiyeli.

*Inzira* zibiri *ziranga* igitabu ni; *iya mbere,* izina ry'igikorwa ca Ezekiyeli: Imana yamutumbereye incuro zishika kw'100 nk'umwana w'umuntu', izina Yesu mu nyuma yahavuye akoresha kenshi kuri We nyene. *Iya kabiri* ni 'Hanyuma bazomenya ko ndi Uhoraho' (ryakoreshejwe incuro zirenga 60). Ijanabutumwa rikomeye n'uko iyi mvugo ikoreshwa kuri Isirayeli co kimwe no ku mahanga; inyuma ya vyose, ijanabutumwa rica rikora ico gikorwa nyene: bose bategerezwa kumenya ko ata yindi mana ibaho atari Imana.

Igitabu gikwiye *kugaburwa mu vyigwa nyamukuru* aho kugaburwa mu migwi y'ibice. Inzira yoroshe ni: ubutumwa kuri Isirayeli;[425] ubutumwa ku

---

[421] P. Hattaway, *Back to Jerusalem,* 2003
[422] Ezk. 1:1; 2:3-5; 3:4,5,11,15
[423] 3:6
[424] 33:7
[425] Ibice vya 1-24; 33; 34; 36; 37

mahanga[426] n'ubutumwa bwo kugarukanwa inyuma y'ubuhungiro hamwe n'ingingo ngirakamaro z'igihe c'iherezo, hisunzwe Yerusalemu Nsha.[427]

Uravye ukutitwararika kw'ubu mu mashengero atari make ku bijanye n'ijanabutumwa kw'isi, Igice ca 37:1-14 gisa nk'igikwiye. Umuntu wese yagerageje kunezereza amashengero adafise ibikorwa vy'ijanabutumwa ndenga mico, arazi inyiyumvo ikomeye ya 'Aya magufa yumye arashobora kuba mazima?' Gusunikira amashengero kwubahiriza, kwinjira mw'ijanabutumwa bisa rimwe na rimwe nk'uko bidashoboka co kimwe n'ikiyaya c'amagufa yumye kuba mazima. Rero, arashobora kuba mazima ku rugezo kanaka (umurongo wa 8) ariko haraburamwo Impwemu. Aya mashengero arashobora gukora ibintu vyose, ariko Impwemu yatwara abajanabutumwa mu mpande za kure kw'isi mu binjana vyinshi ntayiriho na gato. Mu 2002 hari umugwi w'igikorwa c'ijanabutumwa w'abantu bashika ku 200,000.[428] Ubukristo kw'isi (bwose burimwo) bugereranywa n'abantu imiliyaridi 2. Ibi bisigura ko umujanabutumwa 1 yatumwa ku bizera 10,000. Twari dukwiye kugira isoni hanyuma tugasenga dusaba gusukwamwo gushasha Impwemu y'Umujanabutumwa!

Hanyuma turasoma ivy'Umusi w'Uhoraho,[429] ijambo tubona kandi no mu bandi bavugishwa,[430] ryerekereza ku rubanza rwo ku banyamahanga co kimwe no kuri Isirayeli yagararije.[431] Ni inshingano zacu nk'abajanabutumwa kuburira abantu bose ko Umusi w'Uhoraho ushitse, hamwe n'urubanza rwawo.

Kimwe mu biranga Umusi w'Uhoraho n'uko imibiri yo mw'ijuru itazoba igikora nk'uko bisanzwe.[432] Biratwibutsa kandi ivyago vya Egiputa[433] nk'uko vyavuzwe ubwa mbere.[434]

---

[426] Ibice vya 25-32; 35; 38; 39
[427] Ibice vya 40-48
[428] P.J. Johnstone, *Operation World,* 2001:752
[429] Ezk. 30:2
[430] Ak. Yes. 2:12-17; Yoweli 1:15; 2:1,2; Amos 5:18-20; Zefes. 1:7,14-18
[431] J.B. Taylor, Tyndale Commentaries, *Ezekiel,* 1976:202
[432] Ezk. 32:6-8; Yes. 13:10; Yoweli 2:30,31; 3:15; Amos 8:9; Mat. 24:29,30; Ivyah. 6:12,13
[433] Kuv. 7:20-24; 10:21-23; Taylor, 1976:209
[434] Raba /1 c'iki gice

Igitigiri kitari gito c'*Ivyerekanywe vya Mesiya* ('Umukozi wanje Dawidi'; 'ihanga rimwe rirongowe n'umwami umwe') bivuga kandi ku vyerekeye kugarukanwa kwa Isirayeli, mu Myaka Igihumbi y'amahoro iri imbere.[435] Insiguro nyinshi zumvikana zisa nk'uko zivuga ku bintu bimwe vyabaye.[436] Mu buryo bwagutse, insiguro nyinshi mu buryo bw'impwemu, ibi bisomwa bishobora no kwerekeza kw'Ishengero. Zimwe mu *ngingo zo guhishurirwa* kwa Ezekiyeli zishobora kuboneka mu gihe habayeho ukugereranya n'igitabu c'Ivyahishuriwe Yohana, ni ukuvuga:

| **Ezekiyeli** | **Icigwa cerekanwe mu Vyahishuriwe Yohana** | **Ivyahishuriwe Yohana** |
|---|---|---|
| 1: 28 | Umunywamazi (4:3) | 4: 3 |
| 1: 5-10; 10 | Ibinyabugingo bine, vyuzuye amaso (4:6-9) | 4: 6- 9 |
| 2: 9 – 3: 3 | Kurya agatabu (10:9,10) | 10: 2, 8-10 |
| 8: 2 | Umugabo, yasa n'umuringa w'umwakaka (1:15) | 1: 13,15 |
| 38 & 39 | Gogi na Magogi (20:8) | 20: 1-10 |
| 40 – 48 | Imigambi ya Yerusalemu Nsha (21:12-21) | 21 & 22 |

Ubutumwa bw'Ubutumwa Bwiza, *harimwo n'ingingo zabwo z'igihe c'iherezo*, ni ukuvuga ukugaruka kwa Kristo hamwe n'amasezerano y'ukuganza kwiwe imyaka igihumbi kw'isi hanyuma Ijuru Risha n'Isi Nsha bukwiye kwama bugize igice n'uruhande rw'imigambi y'umujanabutumwa w'umugwi w'abantu: muri ubu bukene hariho ivyizigiro vya kazoza, kuko abo bose bahamagara izina ry'Umwami Yesu Kristo bazokizwa. Ubu butumwa bwo mw'Isezerano Risha bwarerekanywe neza mu bavugishwa bo mw'Isezerano rya Kera.

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Ni ubuhe buryo bubiri tubona mu butumwa bwa Ezekiyeli?*
2. *Igikorwa nyamukuru ca Ezekiyeli cari …*
3. *Ni gute Imana yerekanye ugukora kwa Ezekiyeli?*
4. *Ni izihe nzira zibiri ziranga igitabu?*
5. *Ni iyihe migwi itatu y'ubutumwa tubona mu gitabu?*
6. *Ni ikihe kindi gitabu ca Bibiliya kizodufasha gutahura ibintu bigize igihe c'iherezo ca Ezekiyeli?*

---

[435] Ezk. 34:23,24; 37:22-28

[436] 17:22-24; 21:25-27; 34:25-30

## *5. Daniyeli*

Ivyitezwe kw'ijanabutumwa kw'isi mu gihe c'iherezo ni ukuza kw'Ubwami bw'Imana, buganzwa na Kristo hamwe n'Ishengero Ryiwe Ryubashwe: abera bo mu bihe vyose n'ahantu hose, baserukiye 'buri hanga, umuryango, ubwoko n'ururimi'.[437] Daniyeli na bagenzi we bari abajanabutumwa ndenga mico ku Banyababuloni. Iyi yari intambwe irenze cane aho Isirayeli yari yarahoze, mu kubera akarorero amahanga, ngira ngo uretse, imyaka y'icubahiro ya Dawidi na Salomo. Kubwo ivyo, ibintu vyose vyavugishijwe, vyahishuwe n'ivyo igihe c'iherezo dusanga mu gitabu ca Daniyeli[438] bikwiye kurabwa mu buryo bwo guhishurwa kw'Isezerano Risha kandi hamwe n'ivyo, gutora insiguro yavyo ku bajanabutumwa bo mu misi y'iherezo, cane cane kuva Daniyeli avuze ko 'mu gihe c'iherezo ubumenyi buzokwiyongera'.[439]

Nubwo ibice muri iki gice ca kabiri c'igitabu bitagoye gutahura kubera ko hatangwa ibifasha mu gusigura, hariho kandi n'ibisomwa bigumye. Umuzi wavyo urashobora kuba ubuvugishwa buvuga kuri 'mirongo irindwi n'indwi',[440] bugabuwemwo 7, 62 n'indwi 1 y'imyaka 7 buri mwaka, ubwa nyuma bugabuwemwo kabiri. Reka ntange ivyiyumviro ngenderwako:

*Ica mbere,* Daniyeli na bagenzi we *bagereranywa* n'umubiri wa Kristo: bagize uruhara rukomeye hagati y'ikiyaga cuzuye imivurungano yo mw'isi, ubuzima busenga ibigirwamana mu mvugo y'ugushonga kw'ubwoko – hanyuma baca baza nk'abanesheje bataneshwa. Daniyeli yabonye ubwami busha, buri inyuma ya Babuloni buboneka burongowe na Dariyo Umumedi bushobora kuboneka nk'ubugereranywa n'Ubwami bw'Imana, buje gushurika mu kwiyerekana kwabwo kw'imyaka igihumbi kw'isi. Ibi bituma Dariyo agereranywa na Yesu Kristo mu kugaruka kwiwe *kwa kabiri*.

Uku kugereranya kwerekana ibintu bikomeye vyabaye *imbere*, ugusenyuka kwa Babuloni Ihambaye,[441] bikurikirwa n'uguseruka kwa Yesu Kristo,

[437] Ivyah. 7:9
[438] Ibice Nyamukuru Dan. 7-12
[439] 12:4
[440] 9:24-27
[441] Ivyah. 17 & 18

uwugendera kw'ifarasi yera hamwe n'Abamukurikira.[442] Ni ngirakamaro kandi ko Dariyo Umumedi yabaye umwami *afise imyaka 62*.[443] Muri ibi agereranywa na Yesu Kristo mu kuza kwiwe *kwa mbere*: habaye urunganwe 62 hagati ya Adamu na Kristo, 10 kuva kuri Adamu gushika kuri Nowa, 10 kuva kuri Nowa gushika kuri Aburahamu, 14 kuva kuri Aburahamu gushika kuri Dawidi, 14 kuva kuri Dawidi gushika ku kunyagwa hamwe na 14 kuva ku kunyagwa gushika kuri Kristo.[444]

Mu migambi mibi yo kurwanya Daniyeli,[445] ikigereranyo gishobora kuboneka mu bugarariji bwo kurwanya ubwoko bw'Imana ku mpera y'Imyaka Igihumbi, umurwanizi amaze kurekurwa.[446] Nk'uko igihano c'abansi bose ba Daniyeli cemejwe na Dariyo, ni ko Kristo azokwemeza ko inyuma y'uku guhirika ubutegetsi kwa nyuma kwa Satani, Azokuraho burundu ibibazo vyose.

*Ica kabiri,* hariho ibisomwa ngirakamaro vya *Mesiya*: kimwe kijanye n'ukugaruka kwa kabiri kwa Kristo hamwe n'ikindi kijanye n'ukwigira umuntu Kwiwe[447] nk'Uwatumye Gaburiyeli, gusigura inzozi Daniyeli yabonye.[448]

*Ica gatatu,* turabona ubuvugishwa buvuga ku *bikorwa* vy'*Uwurwanya Kristo (AntiKristo)*. Nimba tugereranya ibivugwa ku gahembe gatoyi n'akanwa kavuga ibihambaye[449] hamwe n'imirongo bijanye yo mu Vyahishuriwe Yohana[450] (urubanza rwa nyuma kuri ko), tuguma tubona wa muntu nyene. Igitabu ca Daniyeli kibandanya congeramwo urugero rusiguritse kw'ishusho.[451]

442 19:11-16
443 Dan. 5:30
444 Mat. 1:17; raba kandi: Bailey, *Daniyeli*, 1993:54,56
445 Dan. 6
446 Ivyah. 20:7-10
447 Dan. 7:13,14 & 8:15,16 neza neza
448 8:1-14
449 7:8,11
450 Ivyah. 13:5,6; 19:20
451 Dan. 7:20,21,24-26

Imirongo myinshi yo muri Daniyeli yerekeza ku buvugishwa bw'Uwugwanya Kristo,[452] nk'uko hariho imwe ivuga igihano kuri we.[453]

Daniyeli kandi yerekana *uwugereranywa n'Uwurwanya Kristo*.[454] Uwo yari Antiyokusi wa IV Epifanesi.[455] Yitwa 'umukuru w'imitego'.[456] Uyu mugabo yarengeye ingoro,[457] akuraho ibimazi vyo ku musi hanyuma atanga ingurube ku gicaniro. Inyuma y'iki kizira Abamakabe barivyukiranije kumurwanya hanyuma baramwirukana. Bamaze kunesha, Yuda Makabe yahumanuye ingoro.[458] Mu kirangamisi c'Abayuda aha hari inyuma y'imisi 2,300.[459]

Ubwiza bw'Igice ca 11 n'uko gitanga insiguro iramvuye ku bwami bw'inyuma y'Ubugiriki, imbere y'Uburomani bwa Putolemi (abami bo mu Buraruko) n'aba Selewukide (abami bo mu Bumanuko), vyavugishijwe mu myaka irenga 200 imbere yuko biba. Iki gishobora kuba icemeza ciza c'ukuntu Imana Itazi gusa kuva ku ntango gushika kw'iherezo,[460] ariko kandi ukuntu Ireka abavugishwa bayo bakamenya ibi bintu mu buryo buramvuye imbere yuko biba.[461]

Muri kahise kakurikiye, ibintu nk'ivyo vyaribonekeje mu gihe ingabo z'Abaroma zasenyura Yerusalemu,[462] kandi gushitsa ukugereranya kw'ubu buvugishwa ubugira kandi ariko biteye ubwoba bizoboneka mu gihe c'iherezo.

*Ica nyuma,* abizera mu mvugo yo kunyakurwa imbere y'amarushwa bakwiye gukurikirana ivyanditswe aho abera batsinzwe n'Uwurwanya Kristo.[463] Bamwe bavuga ko aba ari Abayuda batari barahindutse mu gihe co

---

452 9:26b,27; 11:36-45; 12:11

453 8:25b; Gereranya 2 Tes. 2:8 na Dan. 9:27b; 9:24b-26a havuga ivyerekeye ukugaruka kwa mbere kwa Kristo

454 8:9-14 & 23-26

455 Umwami w'I Selewukide ('umwami wo mu bumanuko') yatwaye kuva 175-163 IMB.KR

456 Dan. 8:23; 11:21-32a

457 Kuwa 15 Myandagaro 171 IMB.KR

458 Kuwa 25 Kigarama 165 IMB.KR

459 Dan. 8:14; Bailey, co kimwe. 1993:79

460 Yes. 46:10

461 Amos. 3:7

462 Hatwara Titusi, muri 70 INY.KR

463 Dan. 7:21,25; 8:12,24b; 12:7b; Ivyah. 13:7

kunyakurwa ariko bari baramenye Uhoraho (gute?) inyuma y'ivyo bibaye. Ivyanditswe vyera bisa nk'uko bidashigikiye ico ciyumviro.

*Ibibazo vyo Kwiga*

1. *Erekana ivyitezwe kw'ijanabutumwa kw'isi mu gihe c'iherezo.*
2. *Daniyeli na bagenzi we bagereranywa …*
3. *Dariyo Umumedi yagereranywa na Kristo mu kugaruka kwiwe kwa kabiri, kuko …*
4. *Dariyo yagereranywa na Kristo mu kugaruka kwiwe kwa mbere, kuko …*
5. *Ni igiki, mu bizoba, kigereranywa n'imigambi mibi yo kurwanya Daniyeli?*
6. *Sigura uburyo umuntu Arwanya Kristo yavugishijwe mu gitabu ca Daniyeli n'ico uwuganza yatanze hagati yo gushitsa ubwo buvugishwa.*
7. *Ni ubuhe bwami bubiri bwavugishijwe muri Daniyeli 11?*

# Ibindi Bitabu vya Steef van 't Slot

*World Evangelisation – That All May Hear* (*Ivugabutumwa Mw'Isi – Bose Bashobore Kwumva)*, Ikigo c'I Heburoni, Benoni, Afrika y'Epfo, 1999/2005, congeye gusohorwa na Recruiting for Missions (Guhamagarira Ijanabutumwa), 2018.

Iki gitabu kiraboneka no mugi faransa, mugi porutigali, muki esupanyoli, mu kirundi no mugi swahili.

> *World Evangelisation – That All May Hear* (*Ivugabutumwa Mw'Isi – Bose Bashobore Kwumva)* hamwe na *The Bible's Missionary Message (Ubutumwa bw'Abajanabutumwa bo muri Bibiliya)* vyompi, *Igice ca 1 – Isezerano rya Kera* birashobora kuronderwa ku rubuga ngurukanabumenyi nk'uko Vyasohowe Bisabwe kuri: www.quantasa.co.za/wer4m

*The Biblical Foundation for World Missions (Urufatiro rwa Bibiliya mw'Ijanabutumwa kw'Isi)*, Ikigo c'I Heburoni, Benoni, Afrika y'Epfo, 2005.

Iki gitabu cari intango y'ibitabu bitatu vya *The Bible's Missionary Message (Ubutumwa bw'Abajanabutumwa bo muri Bibiliya)*, igice ca mbere n'ica kabiri bizosohoka mu Kirundi mu 2024.

*Biblical Mission Stories (Inkuru z'Ijanabutumwa ryo muri Bibiliya)*, Icigwa Ndoramana c'Ijanabutumwa ku Biga Bavuga, 2007. Iki cigwa nticasohowe nk'igitabu ariko casiguwe mu rurimi rwiganjemwo urwo muri Aziya y'Ubuseruko aho gikoreshwa mu kwigisha abajanabutumwa ndenga mico. Iyi kopi iraboneka kandi mu buryo bwa MS WORD.

# Ibitabu Vyakoreshejwe

Ivyanditswe vyera vyanditswe bikuwe muri BIBILIYA YERA, BIBILIYA MPUZAMAKUNGU NSHASHA. Uburenganzira © 1973, 1978, 1984 n'Ishirahamwe Mpuzamakungu ya Bibiliya. Vyakoreshejwe hasabwe uruhusha.

Bailey, Dr. B.J., *Daniel*, Hebron Press, Benoni, South Africa, 1993

Bailey, Dr. B.J., *Esther,* Hebron Press, Benoni, South Africa, 1996

Dake, F.J., *Annotated Reference Bible,* Lawrenceville, GA, USA, 1976

Fawcett, Dr. J.R., *Feasts of the Lord*, Hebron Press, Benoni, South Africa, 1993

Johnstone, P.J., *Operation World,* 2001

Lewis, C.S., *The Great Divorce*, Collins, Glasgow, UK, 1946

Meyer, F.B., *Great Men of the Bible*, *volume 1,* Zondervan/Marshall, Scott & Morgan, Grand Rapids, MI, USA, 1981

Hattaway, P., (with three Chinese church leaders) *Back to Jerusalem,* Piquant, Carlisle, UK, 2003

Taylor, J.B., *Ezekiel,* Tyndale Commentaries, Intervarsity Press, Leicester, UK, 1976

# Guhamagarira Ijanabutumwa

Urufatiro 'Guhamagarira Ijanabutumwa' rwashinzwe mubu Holande mu 2010, nk'ikigo cemewe n'amategeko ku gikorwa cashinzwe mu 1998 hanyuma rutanguzwa n'abajanabutumwa b'Abadagi, Steef & Tineke van 't Slot, abo, gushika mu 2006 bakorera muri Afrika y'Epfo.

Iki gikorwa kirondera gukangurira amashengero, cane cane mu Buraruko bw'Isi, kugira uruhara mw'ishirwa mu ngiro ry'Igikorwa Gihambaye Twahawe ca Kristo. Kibafasha guhamagara no kwigisha abajanabutumwa ndenga mico mu migwi y'abantu mu bihugu vyabo no ku migabane yabo itarashikirwa canke imaze gushikirwa gato n'Ubutumwa Bwiza.

Ibi bica bikorwa hifashishijwe iterambere ry'ibikoresho ndoramana na janabutumwa, bishobora kwigishwa mu buryo bw'udutabu twa buri ndwi (amasaha 20-30), tubereye amashengero, amashure ya Bibiliya, amasemineri y'ivyigwa ndoramana, imyiherero, ibigo vyigisha abajanabutumwa, n'ahandi.

Udutabu twoboneka mu kirundi: Introduction to Missions (*World Evangelisation – That All May Hear*) - Intangamarara kw'Ijanabutumwa (*Ivugabutumwa Mw'Isi – Bose Bashobore Kwumva*) hamwe n*a The Bible's Missionary Message (Ubutumwa bw'Abajanabutumwa bo muri Bibiliya*) ibitabu bitatu, kimwe kivuga kw'IS.K n'ibindi bibiri kw'IS.R. Ariko nk'uko nabivuze aho haruguru, iki ca kabiri kizosohoka mu 2024.

Kwigisha bibaho ku butumire, butumwa kuri:
jombaphilbert@gmail.com canke ku biro vya Channel of Blessing Initiative:
channelofblessinginitiative@gmail.com biri mu Carama kw'ibarabara rya 12 inomero 21, canke wakure kuri +257 68 763 170.